
# ISHENGERO RY'ABADVANTISTE B'UMUSI W'INDWI

# INIYO Y'UBURUNDI

# GISATA C'ISHURE RY'ISABATO

**INDONGOZI YO KWIGA BIBILIYA Y'ABASORE**

## IGITABU C'ABALEWI



**Igice ca kane**

**GITUGUTU – MUNYONYO – KIGARAMA**

## IBIRIMWO

**IYINGA RYA 1 : KWITEGA IVYIZIGIRO.............................. 8**

**IYINGA RYA 2: UBUTUMWA BW'  IHEMA RYERA........ 19**

**IYINGA RYA 3: ISABATO....................................................... 29**

**IYINGA RYA 4: IMPANO YA GIHANUZI............................. 39**

**IYINGA RYA 5: INTAMBARA IHAMBAYE ......................... 49**

**IYINGA RYA 6 : RITUNGANIRIJWE GUKORA ................ 58**

**IYINGA RY' 7: IKIGIRACUMI ............................................... 67**

**IYINGA RY' 8: UBUTUMWA BW' UBUZIMA ..................... 77**

**IYINGA RY' 9 : UBUTUMWA BWIZA MU BADVENTISTE86**

**IYINGA RY' 10: UBUTATU BWERANDA............................. 95**

**IYINGA RY' 11: UBUTUMWA MU BIKORWA................. 105**

**IYINGA RY' 12: UBUTUMWA BWANYUMA.................... 114**

**IYINGA RY' 13: GENDA MUBWIRE ISI ............................ 123**

## *Icigwa c'amagara: AMAZI YO KUNYWA*

Bavukanyi, Benedata na Bashiki banje, ndabaramutsa. Amahoro y'Imana Data wa twese abane namwe aho iwanyu muherereye. Abarundi barayamaze bati: "Ubwiza buca mu kanwa". Barongeye kandi bati: "Amagara aramirwa ntamerwa".

Muri kino cigwa, turaja gushimikira cane ku mazi yo kunywa. Amazi n'iki? Angana gute kw'ino si yacu? Utumaro tw'amazi n'utwahe? Ni ryari twonywa amazi? Twonywa amazi angana gute? Mbe amazi twanyoye yoba asohoka gute? Mbe kunywa amazi akanye harico bidufasha? Ngibi bibazo bitandukanye tuja kugerageza guca hirya no hino muri kino cigwa.

### Amazi n'iki?

**Amazi n'ikintu kidasubirizwa mu bikorwa ajejwe. Abafaransa bayita "Solvant universel."**

### Angana gute kw'ino si yacu?

Ivyigwa vyakozwe vyarerekanye ko amazi angana n'ibice 75 kw'ijana vy'uburinganire bw'umubumbe w'Isi. Birumvikana rero ko hariho icatumye Imana ishiraho amazi angana gutyo.

### Utumaro tw'amazi n'utwahe?

Amazi arakoreshwa mu bintu vyinshi. Ehe raba namwe! Amazi arakoreshwa:

- **Isuku**: ry'umubiri (kwoga, kumesura, gukaraba), ibikoresho vyo mu nzu
- Gukinjika/ Guteka
- Kwubaka
- Kuvomera
- Kunywa

### Ni ryari twonywa amazi?

Amazi twoyanywa igihe cose twumvise inyota. Abahinga baravugako ari vyiza cane kunywa amazi umusi wose makemake. Ariko rero kunywa amazi umaze kwumva inyota ntabwo ari vyiza na gato kuko biba bimeze nk'isafuriya umuntu atekamwo ibanza kuduza umwotsi imbere yuko ivyo watetse bizigira. Inyota ni ikimenyamenya ntabanduka yuko umuntu agire atangure kuzigira.

1. ***Amazi rero ni vyiza ko twoyanywa mu gitondo tukivyuka***. Aha rero ni vyiza ko tworara twiyugumuye kugira amazi tunywa mu gitondo agire akamaro cane.

2. ***Kunywa amazi iminota 30 imbere yo gufungura canke amasaha abiri twahejeje gufungura***. Dukwiye kwibagira kunywa amazi turiko turafungura kuko bifise ingaruka mbi ku magara yacu. Bituma umushishito usya bigoye imfungurwa kuko ubanza gukuramwo amazi, hanyuma ukabona gusya. Ikindi naco nuko bimwe bimwe mu vyo umubiri wari ukeneye biheza bikayongera mu mazi.

Hari bindi biringo vyiza cane abahinga b'amagara y'abantu bavuga ko umuntu yokwihereza amazi. Ivyo biringo navyo n'ibi:

- Kwihereza ibirahuri 2 vy'amazi ucikangura bituma ibihimba vy'umubiri vy'imbere bikangurirwa gukora neza;
- Kunywa ikirahure kimwe c'amazi iminota 30 imbere yo gufungura bituma umushishito usya neza ivyo bifungurwa wihereje;
- Ikirahure 1 imbere yuko woga biragabanya imirindi y'amaraso;
- Ikirahure kimwe imbere yuko usinzira biragabanya ingorane z'imeneka ry'imitsi mu bwonko canke y'umutima;
- Kunywa amazi imbere yuko turyama biranagabanya kugira imbwa zifata amaguru.

## Twonywa amazi angana gute?

Iki kibazo nic'inkora mutima cane. Urugero rw'amazi ruratandukana ku mvo zimwe n'izindi. Nk'akarorero: ibiro, imyaka, ibikorwa ukora, aho umuntu aba (Hakanye canke hashushe).

Icitonderwa muri ibi vyose, twomenya ko atari vyiza ko turinda kugira inyota kugirango ubone kunywa amazi. Umuntu anywa amazi neza ntiyigera agira inyota na rimwe. Kugira inyota bisobanurako urugero rw'amazi mu mubiri rwagabanutse rugeze ku bice 60%. Ariko ku muntu akuze, ntawokwigera aja musi y'amalitiro 2 y'amazi buri musi.

## Utumaro two kwihereza amazi akwiye

Kunywa amazi akwiye buri musi bituma:

- (1)utameneka umutwe,
- (2)utagumbiza,
- (3)amaraso atembera neza,
- (4)gukora neza kw'iyungiro ry'amagufa,
- (5) gusohora imyanda iri mu mubiri,
- (6)udakama amazi mu mubiri (Déshydratation),

- ➢ (7)kutarwara umushishito,
- ➢ (8)ukutagira inguvu,
- ➢ (9)umutima ukora neza,
- ➢ (10)ugira urukoba ruremvye,
- ➢ (11)utagira ibivyimba,
- ➢ (12)imikoyo ntibe ihinze canke wumve ikaze cane ku maso
- ➢ (13) Kwoza ibihimba vy'umubiri

**Igihamya:** Umuhanuzikazi Ellen G. White yaranditse mu gitabo **Inama ku mirire n'ivyo kurya** ati**:** "Ntimukigere mwihereza caba icayi, yaba ikawa, yaba inzoga, yaba imitobe canke ibindi vyo muri ubwo bwoko. Amazi nico kintu giseseka kibereye kugira ngo coze ibihimba vy'umubiri."

- ➢ (14) Kuvura ubushuhe imbere yuko dushika kwa Muganga.

**Igihamya:** "Mu gihe c'ubushuhe, iyo baja guhereza abo barwayi amazi nk'ikinyobwa, kandi bakongera bakabashirako ibintu bikanye, imirango hamwe n'amajoro vy'imibabaro vyari gushobora kuba kure yabo kandi ubwo buzima buba bwarashoboye kurokoka. Abantu benshi barahitanywe n'umururumbo. Bapfuye inyuma y'ububabare budasanzwe, iyo baja kuronka akaryo ko kunywa amazi inyota iba yaraheza kandi bagakira. Hama hakoreshwa amazi mukuzimya imiriro yadutse iba ibangamiye inyubakwa ariko tugashira amazi ku ruhande mu gihe ashoboye kuzimya umuriro uba uriko uratongora inguvu zikenewe z'ibiremwabantu."

- ➢ (15) Kuturinda indwara

**Igihamya**: **"**Ku barwayi hamwe n'abatarwaye, amazi meza n'umwe mu bintu vy'igiciro kadasanzwe vyatanzwe n'ijuru. Ugukoreshwa kwayo neza bizana ubuzima. N'ikinyobwa ciza Imana yahaye abantu n'ibikoko. Muyanywe agwiriye. ***Arafasha umubiri mukwirinda indwara***." The Health Reformer, Janvier 1871 727.

## Ingarukazo kunywa amazi ukarenza urugero

Kunywa amazi menshi birafise ingaruka mbi ku magara yacu. Kuvyimba kw'uduhimba tw'amaraso bigatuma ubwonko bukora nabi, kugabanuka kw'icunyunyu Sodium (**hyponatrémie)**, ingorane z'amafyigo, kuvyimbagira, ivumbuka ry'imirindi y'amaraso mu bwonko.

## Mbe amazi twanyoye yoba asohoka gute?

Amazi tunywa asohoka mu uryo bukurikira:

- ✓ (1)Mu masobe,
- ✓ (2)Mu vyuya,
- ✓ (3)Mu mwanda mukuru,
- ✓ (4)Impwemu dusohora,
- ✓ (5)Amosozi

## Mbe kunywa amazi akanye harico bidufasha?

Kunywa amazi akanye ni bibi cane. Umushishito ntabwo ushobora kwemerera ikintu gikanye canke gishushe ngo kirengane kitabanje kuba gifise ubushuhe bungana n'ubw'umubiri. Amazi akanye rero bisaba ko umushishito ubanza kuyashusha. Niyo mpamvu ushobora kubona umuntu anyoye amazi akanye agira ivyuya vyinshi kubera inguvu umubiri uriko urakoresha kugira uyashushe. Amazi abereye kandi meza cane ku mubiri wacu ni amazi y'akazuyazi.

Mpwemu w'ubuhanuzi aduhanura ati: "Benshi bakora ikosa ryo kunywa amazi akanye bariko barafungura. Iyo uyafashe uriko urafungura, aragabanya cane isukwa ry'amate mu kanwa; kandi uko amazi aba ayakanye, niko umushishito uhasinzikarira. Amazi hamwe n'ibintu vyose bikanye bifashwe umuntu ariko arafungura bihagarika ugusya ivyo twihereje gushika aho umubiri uhereza kubanza kubishuhiriza mu mushishito kugira ngo umushishito ubone gutangura igikorwa cawo."

Twumve neza yuko igihe cose tunyoye amazi akanye, uko bigenda iyo twayanyoye turiko turafungura ni nakwo bigenda iyo twayihereje yonyene akanye. Imbere yuko arenga mu mushishito, ni ngombwa umubiri ubanze ushushe umushishito urimwo ya mazi maze amaze kugera ku bushuhe bwiza bw'umubiri umushishito ubone kuyarekura abandanye urugendo rwayo.

Imana idushoboze kubungabunga umubiri wacu.

Iki cigwa mwagiteguriwe na Mwene so **Dany NTIHABOSE**

**Iragi ry' Abadventiste: Umwidondoro wacu, Inshingano, n' Ubutumwa 2**

Mu myaka iheze, abantu bari bararajwe ishinga no kumenya inkomoko yabo. Amashirahamwe n' amahinguriro atunze cane yarashinzwe kugirango bitorere inyishu ico kibazo cariko cibazwa na benshi, batanze uburyo bw' ukwipimira ADN kuri buri muntu uwo ariwe wese akabikora mu buryo bunyarutse kandi bikaba vyoroshe cane kwipimira ubwawe ADN ibi vyatuma abantu bamenya urugero rwa ADN yabo mu kuba Abashinwa, Abanyaburaya bo mu buraruko, Abanyafrika y'epfo, canke nimba ari Abanyamerika kavukire, twanditse hake mu gutanga uturorero duke. Abantu benshi barashishikajwe cane na kahise kacu kuko kukamenya bigira ingaruka kuri kubu na kazoza. Kahise niko kaduha kumenya akarangamuntu. Mu buryo nk' ubwo, kumenya kahise k' ishengero ryacu biduha gutahura intumbero yacu haba muri iki gihe hamwe n' ikiri imbere. Ibihe vyaheze, ivy' ubu, n' ibizoza ntibishobora gutandukana.

Kahise k' ishengero ryacu ni inkuru nziza ivuga ivyiza vy' Imana. Ishengero ry' Abadventiste b' Umusi w' Indwi rihagaze ku bitugu vy' ibihangange vyo mu Mpwemu, abo bakurikiye Inzira y' ivugurura rya Miller barabandanya kugeza kw' ivugurura ry' abaporotesitanti. Ishengero ryacu ryashinzwe hagati yo mu 1800 n' inyuma y' 1800, kandi mu gihe ryashingwa muri Reta zunze ubumwe za Amerika, ryakwirakwiriye ku migabane yose yo kw' isi mu myaka iri hagati ya mirongo itatu na mirongo ine. Rihawe ishusho kandi riyobowe n' Ivyanditswe Vyera, ubutumwa n' akaranga vy' ishengero ryacu vyatumye isi yose yuzurwa n' amashengero, amazu asohora ibitabo, ibitaro, n' amashuri vyegukira iryo Shengero.

Ivyo ntabwo aribwo bushakashatsi bwuzuye kuri kahise k' ishengero ryacu, ariko bitanga umwidondoro w' abantu bakurubakuru turi kumwe n' ivyabaye nk'uko bifitanye isano n'ivyo twemera nk' ishengero kandi bikaduha karangamuntu y' abo turi bo. Ni kahise gatoya, ariko twizera ko dushobora guhuza nako. Ibi bitandukanye cane n' imvugo zari ziyobowe n' abashakashatsi, abahinga mu vy' indimi, n' amashure bavuga ko umugwi w' Abadventiste washizweho n' abarimyi, abakora amasabune, n' abakapiteni b' amato, n' abasore n' inkumi bafise amashuri make cane. Abakoranabushake baryo bambere bari bagizwe n' urwaka ruri mu myaka ya 20. Ryari ishengero rito riyobowe n' urwaruka, rumeze nk' isosiyete yatangujwe yuzuyemo ivyiyumviro vy' inkomezi z' abasore, icerekezo nyamukuru cabo cari icipfuzo co guhindura isi. Imbere na mbere hategerezwa kubanza icipfuzo co gutahura neza Ijambo ry' Imana no kuba abizerwa kuri Bibiliya. Uyu musi, Imana iracarondera abantu babishaka, abato n' abakuze, ariko imitima yabo ikaba iy' intahemuka. Nta gihe na kimwe uzogira imyaka ikubuza kwitaba umuhamagaro w' Imana.

Biracari ukuri ko "inyonga z' Uhoraho zinyuranganya mw' isi yose hirya no hino, kugira ngo yerekane ububasha bgiwe bgo gutabara abafise imitima imutunganiye" (2

Ngoma 16: 9). Ubusore bw’ aba bakozi bambere bacu buradutera intege zo kwakira inshingano z’ igikorwa c’ Imana hakiri kare.

Ni nkenerwa kwibuka ko abo bakoranabushake bari abantu bapfa, abantu bihenda bakoze amakosa, bamwe muri bo kandi birashobora kuba vyaranashika bakananirwa mu kwizera bahora bavuga. Inkuru y’ aba bakoranabushake b’ Abadventiste yerekana ko inzira yo kurondera ukuri itegerezwa guteba, kurambirana, kutavugwako rumwe, kandi ikabamwo n’ ibibabaza. Zimwe mu nyigisho zikomeye mw’ ijambo ry’ Imana ntabwo zahise ziboneka ubwo nyene ahubwo zatwaye imyaka kandi imyaka iharuririrwa muri mirongo. Ariko, Imana yari ihangayikishijwe n’ urugendo rwo kumenyesha ukuri kandi muri vyose yariko yerekeza aho bitegerezwa gutumbera. Yararindiriye yihanganye mu gihe ubwoko bwayo bwariko bwihenda, bo bazi ko bariko bakurikira inzira bakwumva kandi ko kugera ku vyemezo biciye mu nzira nziza arico kintu c’ ingirakamaro kuruta ibindi. Ibi tuzobibona neza kuko twarabihawe mu vyigwa vyacu bizoboneka muri iki gice, tuzobona ibihe bitandukanye vya kahise k’ ishengero ryacu hamwe n’ ukuri kw’ inyigisho zabonetse muri buri gihe. Tuzoraba kandi uburyo buri kuri kwagize ingaruka kw’ ishengero mu buryo budasanzwe. Muri buri gice, tuzokwiga ukuri kw’ ingirakamaro kwabonetse, abantu bakomeye babigizemo uruhare, impari bakuye mu nzira, hamwe n’ ivyigwa vyambere vya Bibiliya bize.

Iyi ndongozi ni ubutunzi budasanzwe bushobora kugufasha kwiga ku giti cawe, mu murwi w’ ishuri ry’ Isabato, kandi no mu migwi mitomito ya Bibiliya. Ibice vyinshi birimwo amasanamu ya mfashanyigisho magufi yakozwe na Adam Ramdin, yerekana inkuru z’ ingirakamaro. Imihora y’ izo mboneshamashusho yaanditswe ahantu, aho ivyabaye vyabereye kugira ngo bifashe abaziraba barabe neza inkuru z’ abakoranabushake bacu. Izi mboneshamashusho ushobora kuzishikakako kugerwaho ukoresheje imirongo (link) iri mu vyigwa vyo mu ntangamarara canke ukinjira kuri *www.lineagejourney.com* hanyuma ugatumbera mu kiringo ca 2 (Season 2). Turasaba ngo ubu bushakashatsi hamwe n’ ibi bikoresho bizogufashe kumenya iragi ryawe ryo mu vya Mpwemu kandi binagufashe gukomeza umubano wawe na Yesu.

# IYINGA RYA 1: KWITEGA IVYIZIGIRO

Ico gihe ubgami bgo mw ijuru buzosa n' inkumi cumi, zajanye amatara yazo, zija gusanganira umukwe. Batanu muri bo bar' ibijuju, bandi batanu bar' abanyabgenge. Kuko vya bijuju, mu kujana amatara yavyo, bitajananye n' amavuta. Arikw abanyabgenge bo, bagiye bitwaje n' amavuta mu macupa yabo hamwe n' amatara yabo. Umukwe agitebaganye bose barahunyiza, barasinzira. Mu gicugu humvikana urwamo, ngo Ng'uyu umukwe, ni musohoke mumusanganire. Buno za nkumi zose zirazanzamuka, zitunganya amatara yazo. Vya bijuju bibgira abanyabgenge, biti Ni muduhe se ku mavuta yanyu, kukw amatara yacu arikw arazima. Arikw abanyabgenge barabishura, bati Kumbure ntiyodukwira twese: ivyiza ni muje ku badandaza mwigurire. Bakigiye kugura umukwe arashika; abiteguye binjirana na we mu bukwe, urugi rurugarwa. Mu nyuma za nkumi zindi na zo ziraza, ziti Mupfasoni, mupfasoni, n' utwugururire. Na we arabishura, ati Ndababgire ukuri: Simbazi. Nuko mwame mugavye kuko mutazi umusi cank' isaha. Matayo 25:1–13

## INTANGAMARARA
### Ivyizigiro vyabonetse

Kahise k' Ishengero ry' Abadventiste b' umunsi w' indwi ni ak' abantu barondera Yesu. Urugendo rw' Abadiventiste rwatanguriye ku ciyumviro kimwe c' ingirakamaro: ivyizigiro ko Yesu azogaruka vuba kuri iyi si. Bahanze amaso Yesu ngo aboneke ku bicu, mu cubahiro ca Data, hamwe n' abamarayika bera bose.

Igihe William Miller yabona ku ncuro ya mbere ko Yesu azoza mu myaka mirongo ibiri n' itanu iri imbere, ntiyipfuza kuzigera asigura abivuga. Ntiyari yarize kaminuza, canke ngo abe umupasitori, canke umwigisha; yari umurimyi mworozi yari

yitandukanije n' ubukristo, akisengera ibigirwamana, hanyuma abona inzira yo gusubira mu kwizera kwa gikristo biciye mu kwiga Bibiliya ku giti ciwe. Yarize kandi asubiramwo ivyo vyigwa vyiwe imyaka cumi n' itanu. Mu 1833, yemeye umuhamagaro w' Imana, bituma agera no kwigisha k'umugaragaro inyigisho ziwe za Bibiliya. Uhereye k'ukwihana ku giti ciwe, ubutumwa bwiwe bwahinduye ibihumbi vy' abapagani, abasenga ibigirwamana, n' abandi batizera. Ubutumwa bwiwe kandi bwongeye gukangurira abakristo ubuzima bwabo bwose bwo mu vya mpwemu bwari bwarapfuye. Kwumva Miller asigura ubuhanuzi bwuzuye bwa Daniyeli n' Ivyahishuriwe Yohana vyahaye abantu impamvu yo kwizera Imana ataco bisigarije, kandi ubutumwa bwiwe bujanye no kugaruka kwa Kristo bidatevye bwihutishije umuhamagaro wa benshi.

Twisunze ukuza kwa kabiri kwa Kristo mu rugendo rwacu (nk' uko bibonekera mw' izina ryacu, Abadventiste), turashobora kuba dukomoka ku mpamvu z' umugwi w' abamilerite (uko niko bita abemeye ubutumwa William Miller) wo mu myaka ya 1830 na 40. Ikangura ryerekeranye n' ukuza kwa kabiri muri ico gihe ryumvikana kw' isi yose kandi n' abandi bararishigikiye cane nka Manuel De Lacunza wo muri Amerika y' epfo, Edward Irving mu Bwongereza, na Johann Bengel mu Budagi, Uburayi, Aziya, na Afrika. Iyi myaka mirongo ibiri yagize iterambere rikomeye mu kubona ukuri kuko bifitanye isano no kuza kwa kabiri hamwe n' Ihema ryera, ariko hariho n' amakosa akomeye yategerezwa gukosorwa kandi rimwe na rimwe akaba ataboneka ngo yigweko. Ryari ikangura ryagize ubwaku ku bakristo b' amadini atandukanye kandi ryari bushingiye ku bantu bazi Bibiliya.

Uyu musi, aho imico yahawe iyindi shusho n' ubuhinga no guharanira ubutunzi, ubutumwa bwo Kuza kwa kabiri ni nkenerwa kandi mpinduravyiyumviro nka mbere. Reka kandi dufashe abandi kwerekeza ubuzima bwabo mu vy' ukuri ntahinyuzwa ari vyo vyitwa ukugaruka kwa Yesu.

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Koporora Matayo 25:1–13. Nimba ata kanya gakwiye ufise, andika 4:1–10. Urashobora kandi kwandika ico gisomwa ukoresheje amajambo yawe bwite, canke ukoresheje incamake y' ico gice. |

## KWINJIRA MW' IDO N' IDO
### Genda mubwire isi

Ivugururura rikomeye ry' Abadventiste ryo mu mpera z' ikinjana ca 18 no mu ntango z' ikinjana ca 19 ryashizeho urufatiro rw' umugwi w' abamilerite. Muri ico gihe hari abantu bashimishijwe cane no kwiga Ivyahishuriwe Yohana 6, birimwo ivyabanjirije ukuza kwa kabiri. Imirongo ya 12 n' iya 13 yerekana ibintu bitatu bitandukanye vyabaye muri kiriya gihe: Nyamugigima ikomeye y' i Lisbonne mu 1755, Umusi w' umwiza wo kw' igenekerezo rya 19 Rusama 1780, n' umunsi inyenyeri zakorotse ziva mw' ijuru - kw' igenekerezo rya 13 Munyonyo 1833. Vyose uko ari bitatu vyerekeje k'ukugaruka kwa kabiri kwa Kristo, kandi vyateye abantu kubona ko ubu butumwa aribwo kandi bibongera n' inkomezi zo kurindira inyuma yo kubona ubwo buhanuzi bwujujwe.

Hariho ibice vyinshi vy' ingirakamaro vyayoboye urugendo rw' abamilerite, ariko Daniyeli 8: 14, aho uyu musavyi w'Imana yari yarahanuye ko ahera hazohumanurwa inyuma y'ikiringo c' imisi 2300, hagize uruhara rukomeye. Kubw' amahirwe make, mu bushakashatsi bwabo, abakoranabushake b' Abadventiste barihenze bemera inyigisho yariko ivugwa cane yigisha ko guhumanura ahera vyerekana isi ihumanurwa n' umuriro

mu gihe Yesu azoba agarutse. Bahujije iyi nsiguro n' uko batahura ubuhanuzi bw' imisi 2.300, hanyuma bafata ingingo yo kwemeza ko Yesu azoza mu mwaka wa 1843.

William Miller yatanguye gusigura ashishikaye mu 1833, akora urugendo rw' ibirometero ibihumbi kandi abwira ubutumwa abantu ibihumbi mu myaka icumi yakurikiye. Yabanje kwizera ko Yesu azoza hagati y' itariki ya 21 Ntwarante 1843 na 21 Ntwarante 1844, ariko igihe ayo matariki yompi yarengana, yasubiye mu mirongo ya Bibiliya hanyuma afata umusi wa 10 w' ukwezi kwa 7, umusi w' impongano (Abalewi 16:29) ), nk' itariki Yesu azozira. Ibi vyatumye bafata kuwa 22 Gitugutu 1844 nk' igenekerezo rizozana ivyari vyitezwe.

Matayo 25 hari umugani w' inkumi icumi cabaye igice c' ingirakamaro ku bizera bari bategereje. Igice gikomeza ikiganiro kiva muri Matayo 24, aho Yesu yatanze ibimenyetso vyerekana uguhona kw' i Yerusalemu hamwe n' umuhero w' isi kubera abigishwa batashobora gutahura ko ivyo bintu vyose bizotandukana imyaka ingana n' ibihumbi bibiri. Yesu yaciye avuga imigani mike ifitanye isano kandi ivugwa mu buryo bwumvikana kandi ijanye no kugaruka kwa kabiri. Igice ca 25 gifise imigani itatu isa nk' iyi, uwa mbere muri yo uvuga inkumi icumi. Igihe abamilerite bihweza uyu mugani, batahuye ko Yesu ari we mukwe kandi ko ishengero ririndiriye ukugaruka kwa Kristo nibo bigeme icumi. Muri iyi nkuru, inkumi zitanu zari zifise ubwenge, zibutse kuzana amavuta y' inyongera kugira ngo amatara ntazime mu gihe umukwe ashobora kuba agitebaganye, batanu bo babaye ibijuju, ntibiteguriye guteba. Iyi mirongo cumi n' itatu irimwo ubutumwa bw' abari biteze ko Yesu azogaruka mu 1844, ariko kandi ni nkenerwa cane kw' ishengero ryo muri iki gihe aho tugitegereje.

Inkuru y' Abadventiste bambere ikwiye kutwibutsa kwicisha bugufi no kwitonda cane mu kwiga Bibiliya. Kandi n' abantu bakoreshejwe n' Imana mu buryo budasanzwe rimwe na rimwe baremeye amakosa bakoze kandi biboneka ko bihenze mu nyigisho zabo. Birashimishije kubona rero ko Imana ikoresha abantu badatunganye mu bikorwa vyayo, ariko biranatuburira kandi ko kuba Imana iha umugisha igikorwa cacu ntabwo bivuze ko tutazakora amakosa mu nyigisho zacu.

**Ivyo Kwandika:**

Garuka muri ico gisomwa wandikishije amaboko hanyuma wige iyo mirongo.

- [Ca umuzingi] ku majambo, imvugo, ivyiyumviro vyagiye bigarukwako
- [Ca akarongo] musi y' amajambo, imvugo ngirakamaro kandi afise ubusobanuro ku bwawe
- [Shira akamenyetso k'umwampi] mu guhusa ijambo, imvugo ifitaniye isano n' iyindi mvugo/ijambo

Mbega ni ibihe bintu bidasanzwe ivyo bimenyetso vyawe bikwereka?
N'iki gishobora kudutera kumera nk' inkumi zitanu zagiye mu bukwe, zizana amatara yazo, ariko ntizimenye ko ata mavuta zifise kugeza bwije? Ni gute dushobora kwirinda kumera nkabo?

Fata ku mutwe umurongo wakunezereye cane Subiramwo uwandike ahantu incuro nyinshi kugira uwufate ku mutwe.

## GUTANGA INSIGURO
## Gutegekanya ibirengako

Ubuzima kubizera b' Abadventiste ba mbere bwari uruvange rwo kwizera n' ibikorwa. Leonard Hastings yaretse gusoroma ibiraya kuko yizera ko Yesu aje. Joseph Bates yashoye amafaranga yiwe yose mu kwandika ubutumwa bwiza no gusigura. Umuryango wa Stowell wagurishije umurima wabo hamwe n' umuryango wa Andrews. Aho Yesu ataziye nk'uko bari bavyizeye muri Ntwarante ya 1844 hanyuma muri Gitugutu, habaye guta ivyizigiro mu buryo bukomeye kandi vyari bibabaje. Bahuye n' agasuzuguro, ubwoba, n' igipfungu n' ibibazo igihumbi bijanye n'ivyo bizera biza guhera bitabaye.

Umugani w' inkumi icumi werekana igihe co kurindira mu 1844 hamwe n' igihe kinini co kurindira kw' ishengero ryihanganiye guhera ico gihe. Matayo 25: 1–13 hibanda cane ku kamaro ko kwitegura umutu kugiti ciwe. Imirongo ya 3 n' iya 4 yerekana itandukaniro riri hagati y' ubwoko bubiri bw' inkumi: abanyabwenge bazanye amavuta arenga kuyategekanijwe mu gihe ibijuju bo batabikoze. Amavuta ni ikimenyetso ca Mpwemu Yera (Zek. 4: 1-5), ng'iki ikintu inkumi z' ibijuju zabuze mu buzima bwazo. Biraboneka ko bari bafise ubumenyi bw' ukuri bwa Bibiliya kandi mu vyo umuntu abonesha amaso baboneka ko bubaha bihebuje, ariko ivyo vyonyene biboneka ko bidahagije.

Uyu mugani ni uwa kabiri mu migani ine Yesu yatanze muri Matayo 24: 45—25: 46. Yose uko ari ine yerekana imigwi ibiri iboneka mw' ishengero. Imigani itatu yambere irimwo guteba cane kugira ngo habemwo igeragezwa ry' abarindiriye ukugaruka kwa Kristo. Kuva muri 1840, ubwoko bw' Imana buracarindiriye ko Yesu agaruka. Guteba vyatumye benshi bakekeranya ku masezerano yiwe yo kugaruka; benshi baretse kwizera kwabo. Iyi migani yerekana ko abakomeje kwizera amasezerano ya Yesu batazosanga barihenze.

Kimwe mu bintu binezereje muri uyu mugani ni uko inkumi z' abanyabwenge hamwe n' iz' ibijuju bose "basinziriye" (umurongo wa 5) kugeza mu gicugu c'ijoro, igihe bakanguwe n'umuhamagaro wo gusanganira umukwe. Kandi n'abanyabwenge bamwe bari bazanye amavuta yinyongera ntibashoboye gukomeza kuba maso. Mu

gicugu bisigura ngo umwijima wo mu vya mpwemu uzoziguriza isi mu minsi y' iherezo - "igihe c'umwiza mu mateka y' isi" (Ellen White, *Christ' s Object Lessons* [1900], 414). Abigeme basinziriye bagereranya ishengero risinziriye mu gihe ca nyuma imbere y' uko Yesu agaruka.

Igihe abigeme bakanguka bahamagariwe kwitabira kuja mu birori vy' ubukwe, bamenye ko bakeneye gutunganya amatara yabo kugira ngo yongere kwatswa inyuma yo kutitabwaho igihe kinini. Ikibabaje, ntivyashoboka kuri iyi saha ikomeye gusabikanya amavuta yari asigaye, kuko buri mu nyabwenge wese yari afise ayamukwiye wenyene. Iki kintu kibaye mu mwanya muto kandi cihutirwa cane, cabateye kubona ivyo batari barakoze. Ivyo tuzokora mu gihe c'ingorane bigenwa n'uburyo twitegura uyu musi.

Uyu mugani uherera ku nyandiko ibabaje yerekana abiswe ibijuju bagarutse mu bukwe inyuma yo kugerageza kugura ayandi mavuta menshi. Babwiwe amajambo ateye ubwoba yavuzwe: "Simbazi" (umurongo wa 12). Bari bafise ubucuti buhagije n'umukwe kugirango n'imiburiburi abemerere binjire muri ivyo birori, ariko ubwo bucuti bwarabuze, kuko butari bushinze imizi kandi butagira n'ubwitange.

**Ivyo kwandika:**

Uhejeje kwihweza ca gice cawe wandika na ya mirongo washirako akatuzo, mbega ni ibihe bintu bidasanzwe wabonye vyabimenyetso vyawe bitegerezwa kwerekezako muri rusangi?
Mbega ni ibihe bibazo bica bivyuka uhejeje kwiga iki gisomwa? Mbega ni ibihe bice bigoye?
Abigeme batwaye amavuta yabigenewe mu bundi bubiko. Ni mu buhe buryo dushobora kugira Mpwemu Yera mu bubiko? Ni gute dushobora gushira mu bikorwa iyi ngingo mu buzima bwacu?

## IVYO KUGENDEREZA

Mbega ni irihe sano iyi mirongo ikurikira ifitaniye na Matayo 25:1–13?

Ivyahishuriwe Yohana 6: 12-17
Matayo 24: 3-14
Matayo 24: 36-44
Ivyahishuriwe Yohana 1: 7
Habakuki 2: 1-3
Matayo 22: 1-10
Matayo 7: 21-23
1 Abatesalonike 5: 1-10

Ivyahishuriwe Yohana 3: 14-22

Ni iyihe yindi mirongo /ayandi masezerano biza mu bwenge bwawe usomye igisomwa c’ urufatiro?

**Ivyo kwandika:** Subiramwo imirongo wafashe ku mutwe yo muri Matayo 25:1–13.

## UBUTUMIRE
## Ukurindira kubabaza

Yesu ni We mukwe wo muri wa mugani. Yipfuza guhuzwa n’ umugeni wiwe, ishengero, aririyo wewe. Nta kindi Yesu ashaka uretse kujana abana biwe mw’ ijuru. Uku guteba ni ikintu kibabaza umutima w’ Imana, mbere birenze uko bitubabaza. Icirwa c’ iri yinga gikoresha akarorero k’ ibirori vy’ ubukwe vyerekana urugamba ishengero ritegereje. Nta muntu akunda ubukwe buteba kuko iyo vyagenze uko abashitsi babura aho kuruhukira, umukwe atangura kugira ubwoba, umugeni na wenyene n’ uko. Kurindira cane ikintu uba witeze ni ubwoko bwo gutotezwa. Niyo mpamvu umugani w’ abigeme cumi werekana ihungabana ry’ ibigumbagumba ishengero rihura naryo. Kurindira biragoye ku muntu uwari we wese.

Gusigura nabi Bibiliya vyavuyemwo kubura ivyari vyitezwe ishengero ryagize mu 1844. Ivyabaye ku wa 22 Gitugutu, vyaje kwitwa Gutakaza Ivyizigiro Gukomeye (Great Desappointment), vyatumye umugwi w’ abamilerite uhinduka. Baratahura Ivyanditswe vyera, ariko igihe kwizera kwabo kwahuriye n’ ibigeragezo, ntibari barashinze imizi bihagije, kandi bataye ivyizigiro vy’ uko Yesu ari buze vuba.

Co kimwe no muri Matayo 25, Abamilerite bari bakeneye amavuta yinyongera ku matara yabo inyuma yo kurindira kugeza isaha yabo yo mu gicugu - mw’ ijoro hagati. Dufatiye kuvyo tumaze kumenya, turashobora kubona ko amavuta adashobora kwimurwa. Iyo ikibazo kibaye, nta muntu n’umwe ashobora kugurana incuti. Umuntu wese ategerezwa kubaho mu kwizera kwiwe. Yesu atanga agakiza ku bantu bose, ariko yiteze ko buri muntu wese muri twebwe abwirizwa kumwiyegurira ku giti ciwe kandi agashishikarira guteza imbere imico ya Kristo mu buzima bwiwe. Nk’uko Yesu yagize uruhara mu gakiza ari wenyene kandi vyose akabikora, natwe dutegerezwa kugira uruhara rwacu: dutegerezwa kwegurira Kristo vyose kandi tukamwemerera gukora ata kintu na kimwe kimutangira hanyuma agakorera mu buzima bwacu. Imico yahinduwe na Mpwemu Yera (Rom. 8:13) ntabwo ari ikintu gishobora gusangirwa n’ abandi. Turashobora gusangira urukundo rwiwe kandi tukaba umuco mw’ isi muri iki gihe c’ umwiza, ariko tuzi neza ko imico idashobora kwimurwa. Bidatevye, humvukana urwamo rugira ruti: “Ng’uyu umukwe, ni musohoke mumusanganire” (Mat. 25: 6) abiteguye bazosohoka bava mw’ isi. Nk’ ishengero ririndiriye kandi ririko rirakora, dukeneye kuguma muri Kristo buri musi kandi tukaguma twiteguriye igihe azozira.

Dushobora kwitegura gusa biciye mukugira amavuta ya Mpwemu Yera hanyuma buri musi akuzuzwa imitima yacu agakora igikorwa co guhindura imico yacu.

Mu gihe abigeme icumi bari baryamye, nta muntu n'umwe yashobora kubona itandukaniro riri hagati y'abanyabwenge n' ibijuju. Itandukaniro ryabonetse igihe ikibazo cari kije. Ni bangahe muri twe mw' ishengero batunganye inyuma ariko bakabura amavuta ya Mpwemu Yera mu buzima bwabo bwa buri musi? Birashika ko ibihe turimwo biboneka ko ari ibisanzwe no kugubwa neza ni wo mwiza turimwo. Rero, dutahure ko mu gihe ibintu bikiri ibisanzwe, ninaco gihe co kureka Mpwemu Yera agakorera mu bice vyose vy' ubuzima bwacu kugira ngo mu gihe imico y'abantu iriko ihishurwa, Kristo muzima nawe abe muri twebwe atuganze.

**Ivyo kwandika**:

| |
|---|
| Iyumvire ku gisomwa c' urufatiro hanyuma urabe aho Yesu ari.<br>Wiyumvira ko Yesu yumva ameze gute ko uriko witevya kuja mu bukwe bwiwe?<br>Ni gute ubona Yesu ukundi canke ukongera kumubona bundi bushasha? |
| **Inyishu kw' isengesho:** |

## IVYO KWIHWEZA
## Ubutumwa bwo kurindira

"William Miller n' abo bakorana bari bahawe gushikana iyo mburi kuri Amerika. Iki gihugu cahindutse icicaro c' ubutumwa bwo kugaruka kwa Yesu. Aho ni ho ubuhanuzi bw' umumarayika wa mbere bwashikijwe hatabayeho gukikiriza. Ivyandiko vya Miller hamwe n' abo bafashanya vyarashitse no mu bihugu vya kure. Aho hose abavugabutumwa bari bashoboye gushika kuri iyi si, n' ubutumwa bwiza bw' uko Yesu agiye kugaruka vuba bwarahashikanywe. Ubutumwa bwiza butazoshira bwarashitse kure kandi mu bihugu bitandukanye, aho hose humvikanye aya majambo ngo "Mwubahe Imana, muyihimbaze kuko igihe c' amateka yayo kiri hafi."

Igishingantahe c' ubuhanuzi bwatumbereza ku kugaruka kwa Kristo ku mutasuro w' umwaka wa 1844 cari cakoze cane ku mitima no ku vyiyumviro vy' abantu. Uko ubwo butumwa bwakwiragizwa intara zitandukanye zagenda zikurikirana mu kubumenya, ni nako ahantu hose abantu babaye nk' abikanguye bavuye mw' itiro, hanyuma berekana bose ishaka ryo kubumenya. Benshi ntibari bagikekeranya: inyigisho ku biringo vy' ubuhanuzi barazemera, kandi baremeye guhindura ivyiyumviro bahora bishimira hanyuma bakira ukuri, barakwemera. Abakozi b' Imana bamwe barahevye ivyiyumviro hamwe n' inyifato vyabatera kwitandukanya n' abandi, baraheba

ubushirukabute bahora baronka mbere baraheba n’ amashengero bari bamenyereye gusengeramwo, hanyuma bifatanya n’ abariko barakora igikorwa co kwamamaza ukugaruka kwa Yesu. Ariko rero ugereranije neza, abakozi b’ Imana bemeye ubu butumwa bari bake; kubera ivyo, abakoranabushake baritanze gusumvya abandi mu kurangura ico gikorwa. Abarimyi barahevye amatongo yabo, abanyamyuga baraheba ibikoresho, abadandaza baraheba ibidandazwa vyabo, abahinga baraheba amabanga bari bajejwe; ariko igitigiri c’ abakozi cagumye ari gito ugereranije n’ igikorwa categerezwa kurangurwa. Ukuntu ishengero ritacubaha Imana ryari ribayeho hamwe n’ ukuntu isi yari yiziziwe n’ ikibi, vyaratuntuje imitima y’ inderetsi z’ ukuri; ku buryo bemera guca mu bihe bigoye, bakiyima kandi bakababazwa kugira ngo n’ imiburiburi bashobore guhamagarira abantu kwihana ngo bakire agakiza. Igikorwa carabandanije naho satani yakirwanya, kandi ubutumwa bw’ ukuri bujanye n’ ukugaruka kwa Kristo bwarakiriwe n’ abantu amasinzi n’ amasinzi.

Ahantu hose, ico gishingantahe cari carabonetse kubwo guserangura Ivyanditswe caratangwa, abanyagihugu bakaburirwa baba abatwawe n’ ivy’ isi canke abanyeshengero kugira ngo bahunge uburake bugiye kuza. Nk’ uko vyagenze kuri Yohana umubatizi, yarashinzwe kumenyesha abantu ko Ubwami bw’ Imana buri hafi; abasiguzi bakubita incabiti yabo ku mizi y’ igiti hanyuma bakinginga abantu bose ngo bihane. Ukuntu bahamagara binginga, vyari bihushanije n’ ubutumwa bw’ amahoro n’ umutekano bwashikirizwa ku ruhimbi abantu bari bamenyereye; kandi aho hose ubwo butumwa bwashikirijwe, bwarakoze ku mitima y’ abantu babwumviriza. Igishingantahe gisanzwe ariko gitumbereye c’ Ivyanditswe, cashitse mu ngo kubwo ubushobozi bwa Mpwemu Yera, cari gifise uburemere buhambaye bwo kwumvisha abantu ku buryo kitari ikintu coroshe kubwigiza inyuma. Abari basanzwe bigisha ivy’ idini barikubise agashi basanga umutekano baririmba atari uw’ ukuri. Bariboneye ubwabo ukuntu basubiye inyuma, ukuntu batwawe n’ ivy’ isi n’ ingene batemera ubwibone bwabo hamwe n’ ukwikunda. Benshi bararondeye Umwami mu kwihana hamwe no mu kwicisha bugufi. Ibigumbagumba bari basanzwe bafitiye ivy’ isi vyahavuye bisubirirwa no kwitwararika ivy’ ijuru. Mpwemu w’ Imana yabururukiyeko, hanyuma kubwo kworoshwa kw’ imitima yabo no kwemera kurongorwa, bifadikanya n’ akamo kariko karasemerera ngo: “Mwubahe Imana, kandi muyihimbaze kuko igihe c’ amateka yayo gishitse." ” (Ellen White, *Ivyizigiro bihambaye* pge 206, 207)

**Ivyo kwandika**:

| |
|---|
| Inyuma yo kwiga iki gice co muri rino yinga, mbega ni ibihe bintu ubona ushobora gukurikiza ubwawe mu buzima bwawe?<br>Mbega ni hehe ivyo wize uzobikoresha? Mw’ ishure, mu muryango, ku kazi hamwe no ku rusengero, mu buzima bwawe rusangi? |

Subira urabe kirya gice c’ urufatiro. Mbega ni gute kijaniranye n’ ivy’ ubuzima bwawe mur’ iri yinga?

## GUSUZUMA UBUMENYI

Sabikanya ivyo wabonye mu murongo wo gufata ku mutwe wa rino yinga kandi ubandanye n’ ubumenyi bwose wungutse, ivyo wabonye, ibibazo wagize (canke vyo mu mugwi wawe). Fata ibibazo vyo guhanahanirako ivyiyumviro n’ abo musangiye umugwi.

Kuki wiyumvira ko Imana yemeye ko abizera b’ abategereje ba mbere bakora amakosa mu gutahura kwabo? Intumbero yari iyihe?

Inyuma y’ imyaka igera kuri cumi n’ itatu amaze kugera ku nyigisho yiwe, William Miller ntaco yakoze yitayeho kubera kwitwararika ngo atahure Bibiliya. Ni ukubera iki kugira amakenga nk’ uku kwabayeho, kandi ni mu buhe buryo dukorana n’ Ijambo ry’ Imana kandi tukarisangira n’ abandi mu buryo busa n’ ubu?

Ukuri ku kuza kwa kabiri kwari gushasha kandi kwatanzwe vyumvikana ko ari ubutumwa bwihutirwa. Ni gute dushobora kuguma twumva ko ari ubwihutirwa kandi ari nkenerwa kuri twebwe muri iki gihe, n’ubwo kuri benshi muri twebwe ari ikintu dusanzwe tuzi kuva kera?

Imana yakoresheje umurimyi-mworozi abwira ubutumwa abantu ibihumbi n’ ibihumbi ababwira ivyerekeranye n’ ukuza kwa kabiri kwa Kristo. Ibi bitubwira iki kubijanye n’ abujuje ibisabwa vyo kwigisha no gusabikanya ubu butumwa uyu musi?

Ni gute umuntu ashobora gufatwa nk’ umunyabwenge ku bijanye na Matayo 25 ariko agasinzira? Aha twahize icigwa kimeze gute?

Abigeme b’ ibijuju biyerekanye ko bari bamenyereye kugura amavuta, bikabazanira ibibazo mu gihe umukwe yari aje. Ni gute iyi nguzanyo ishobora kuba imeze mu buzima bwacu muri iki gihe kandi twokwirinda dute?

Tubayeho mu gihe abantu bashaka guhembwa kandi bakoze bike cane, ari naco kintu abigeme b’ ibijuju basavye. Ni izihe zindi nkuru za Bibiliya zishobora kudufasha kwirinda uyu mutego?

Ni mu buhe buryo dushobora gufatanya na Mpwemu Yera kugira ngo dushobore gufatwa nk’ abanyabwenge?

Uyu mugani ukwiye kutwigisha iki kubijanye no kwishurwa bitevye no kurindira?

Ni izihe nkuru zindi canke ibice vyerekana itandukaniro riri hagati y' abanyabwenge n' ibijuju mw' ishengero? Ni izihe nsiguro zitandukanye kandi zasubiwemwo zitumbereye kututburira?

**Kugira ngo urabe amasanamu ajanye n' iki cigwa, koresha iyi miyoboro (link)iriahahepfo:***The Grea tAwakening:*https://lineagejourney.com/video_episodes/2-great-awakening

*The Study and Call to Ministry of William Miller:* https://lineagejourney.com/video_episodes/4-william-miller-study-and-call-to-ministry

*The Great Disappointment:* https://lineagejourney.com/video_episodes/5-the-great-disappointment

*The Potato Patch Preachers:* https://lineagejourney.com/video_episodes/6-potato-preachers

## IYINGA RYA 2: Ubutumwa bw' Ihema Ryera

Nukw isezerano rya mbere na ryo ryarimw' ibirongora ivy' ubuherezi, rifise n' ahera, ariko ho mur' iyi si. Kuko har' ihema ryiteguwe, mu ryo hino harimw' igiterekwakw amatara, n' ameza, n' imitsima y' ibiterekerwa yama kuri yo: iryo ryitwa Ahera. Kandi hirya y' igihuzu ca kabiri gikinze, har' ihema ryitwa Ahera Cane: harimw' igicaniro co kwoserezakw imibavu cakozwe mw izahabu, harimwo n' isandugu y' isezerano yometswekw izahabu impande zose, irimw' urwavya rw' izahabu rurimwo manu, irimwo na ya nkoni ya Aroni yashurika, na vya bisate vy' amabuye vyanditswekw isezerano. Kandi hejuru yayo har' abakerubi b' ubgiza bateye igitutu umutemere wo guhongerako: ivyo ntidushobora kubidonda kimwe-kimwe nonaha. Nukw ivyo vyateguwe birtyo, abaherezi na ntaryo bama binjira mw ihema ryo hino, kugira ngo bashitse ivy' ubuherezi: ariko mu rya kabiri hinjiramw' umuherezi mukuru wenyene, rimwe gusa uk' umwaka utashe, ariko ntiyinjiramwo atajanye amaraso yo kwitangurira no gutangurira ubuzimuzimu bg' abantu.

Mpwemu Yera amenyekanisha artyo yukw inzira ija ahera cane itaribgerekanwe, ihema rya mbere rikiriho: ni ryo kigereranyo c' igihe ca none, abakurikira ivyagezwe vyaryo bashikana amashikanwa bagatanga ibimazi, ariko ku ruhande rw' ijwi ryo mu mutima ntibishobora gutunganya usenga, kukw ivyo, hamwe n' ivy' ivyo kurya n' ivyo kunywa n' ivyo kwiyuhagira bo n' ukwoza vy' uburyo bginshi, ar' amabgirizwa yo mu buryo bg' abantu gusa, yashinzwe gushitsa igihe co gutunganywa. Ariko Kristo amaze kuza, umuherezi mukuru w' ivyiza bizoza, aca mw ihema rirusha rya rindi kuba irihambaye n' iritunganye rwose, ritakozwe n' intoke, bisigurwa ngo ritar' iryo mu vyaremwe vy' ubu.

Kand' amaraso y' impene cank' ay' amashuri, si yo yamushikanye ahera cane, ariko yahashikanywe n' ayiwe maraso rimwe gusa, yironkeye ugucungura kw' ibihe bidashira. Non' amaraso y' impene n' ay' amapfizi bo n' umunyota w' inka y' iriza ucucagiwe abahumanye, ko vyeza imibiri igahumanuka, mbeg' amaraso ya Kristo, uwo yitanze ku Mana atagira agasembga, abitewe na Mpwemu ahoraho, ntazorushiriza guhumanura imitima yanyu ngw ibikorwa vy' impfagusa biyivemwo, kugira ngo mubone ingene mukorera Imana nzima? Ni co gituma aba umuhuza, ahesha Isezerano Rishasha, kugira ngw abahamagawe bahabge umwandu udashira w' isezerano, bitewe n' uko habayeh' urupfu rucungura abacumuye bakiganzwa n' isezerano rya mbere. Abaheburayo 9:1–15

# INTANGAMARARA
## Ihema ryera ryo mw' ijuru ryahishuwe!

Ihema ryera ryo mw' ijuru ntabwo ryigeze ritahurika neza. Abadventiste ba mbere b' aba Milleriteste bemeje abantu benshi ko ahera ari ngaha kw' isi. Igihe abamilerite batanga iyo nsiguro kuri Daniyeli 8:14 hamwe n' iyindi mirongo myinshi y' ingirakamaro, bahejeje bihenda ko isi izohumanurwa n' umuriro igihe Yesu azoba agarutse muri 1843 canke 1844. Ikibabaje ni uko inyuma y' uko bitabaye, abizera benshi bemeye amakosa atandukanye harimwo no gusigura nabi. Bamwe biyumvira ko babonye itariki nabi bityo bagashiraho amatariki mashasha, ariko amaherezo n' ubundi vyaheze Yesu ataje. Abandi bafashe insiguro y' ikigereranyo ivuga ko Yesu yamaze kugaruka mu buryo bw' impwemu aho kuba mu buryo buboneka canke ko urubanza rwabaye mu musi umwe aho kuba urubanza rubandanya rwatanguye mu 1844 kandi ruzokomeza kugeza mbere gato y' uko Kristo agaruka nk' uko tuvyizeye uyu musi.

Mu gihe abizera bari bahanganye n' ikibazo co kuba Yesu ataje, bake gusa nibo batashoboye guhendwa n' ibibaye hanyuma bemeza ko ikibazo kiri mu gutahura no gusigura nabi ahera kandi atari mu guharura ivy' amatariki. Kw' igenekerezo rya 7 Ruhuhuma 1846, umusore w' imyaka 25 yitwa O.R.L. Crosier yasohoye inkuru mu gitabo *The Day-Star Extra* atanga isano riri hagati yo guhera kw' ubuhanuzi bw' imisi 2300 abisanisha n' ahera ho mw' ijuru, n' igikorwa ca nyuma ca Yesu. Yasiguye uburyo ahera ho muri Daniyeli 8:14 atari kw' isi ahubwo ari mw' ijuru anasigura uburyo Yesu yavuye mu cumba kimwe c' ahera ho mw' ijuru akaja mu kindi, agatangura igikorwa gishasha c' urubanza. Yerekanye kandi uburyo Umusi w' Impongano uzosohozwa n' uko igikorwa c'ubuherezi bwa Yesu mw' ijuru giheze. Iyi ngingo yari ifise amakosa make y' inyigisho zari muri yo, ariko Imana yayobora buhorobuhoro ubwoko bwayo mu buryo bushitse kandi bwagutse bwo gutahura Ijambo ryayo. Iki cigwa kirasigura bimwe mu bice vyerekana abo bigishwa bahanura kuri Yesu nk' umuherezi akorera ahera mw' ijuru atari kw' isi.

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Kopororora Abaheburayo 9:1–15 Urashobora kandi kwandika ico gisomwa ukoresheje amajambo yawe bwite, canke ukoresheje incamake y' ico gice. |

## KWINJIRA MW' IDO N' IDO
### Gukurikira inzira.

Imyizerere y imbere yo mu 1844 yavuga ko ahera ari kw' isi. William Miller yari yerekanye ahantu hose hera hashoboka muri Bibiliya: Yesu, Yuda, Ijuru, urusengero rw' i Yerusalemu muri rusangi, Ahera cane ho mu rusengero rw' i Yerusalemu, isi (itaragira icaha), n' abera. Yafashe ingingo avuga ko ikintu kimwe rukumbi kizokenera kwezwa ari isi. N'ubwo bitabaye na canecane mu 1844, Miller ntiyigeze atakaza ivyizigiro vyo kugaruka kudatevye kwa Yesu. Yasinziriye itiro ry'urupfu mu 1849, acizera. Mu myaka yiwe ya nyuma, yarataye umutwe kandi ntiyari akiri kw' isonga mu gukomeza guteza imbere inyigisho, ariko yari yarakoze neza uruhara rwiwe mu murwi w' Abadiventiste arurangura mu bugororotsi. N' ubwo William Miller atigeze yemera vyimazeyo inyigisho zera zo mw' ijuru nk' Isabato, Ellen White yanditse ko Imana izomuzura igihe Yesu azoba aje gutwara ishengero (*Inyandiko za mbere* [1882], 258). Ibi ni icibutso ciza ko Imana yihangana kandi ikagira imbabazi kuri buri muntu wese muri twebwe kandi ikatubaza ku kuri tuzi gusa.

Uko uyu murwi watera imbere, Abaheburayo 8 na 9 habaye ingirakamaro kugira ngo batahure ivy' ahera na Daniyeli 8:14. Abaheburayo 9 herekana ko hariho ahera habiri: hamwe ni kw' isi (umurongo wa 1, 2) n' ahandi ho mw' ijuru (umurongo wa 11), naho Abaheburayo 8: 2 herekana ko Yesu ari umukozi mw' ihema rya nyaryo, ryubatswe n' Uhoraho. Imana, ntabwo ari umuntu. Abaheburayo 8: 4, 5 herekana ko igikorwa c' abaherezi mw' ihema ryera kw' isi kigereranya igikorwa c' Umuherezi mukuru wacu yera wo mw' ijuru.

Isano riri hagati y' ihema ryo mw' ijuru n' iryo kw' isi niryo ryatumye habaho umunezero; Ihema ryera kw'isi ni igitutu ca mugenzi waryo ryo mw' ijuru kandi ritanga umuco ku bibera aho. Ahera ho mw' isi hari ubwoko bubiri bw' ibikorwa: ivya buri musi n' ivya buri mwaka (Heb. 9: 6, 7). Abaherezi binjira Ahera buri musi bafise amaraso y' ibimazi bitandukanye, ariko Umuherezi mukuru yinjiyra Ahera cane rimwe gusa mu mwaka ku musi w' impongano, wari umusi wo kweza urusengero no guhongerera ivyaha vy' ihanga ryose (umur. 7). Nk' umuherezi mukuru wacu, Yesu yinjiye Ahera cane, Ahera ho mw' ijuru kandi yinjirana amaraso yiwe kugira ngo atwikire kandi ahongere ivyaha vy' isi vyose kandi ni igikorwa kitazongera kubaho (umurongo wa 12). Ibivugwa kw' ihema ryera ryo mw' ijuru mw' Isezerano Rishasha vyerekanwa n' ibikorwa vy' ihema ryo kw' isi, biduha ubushishozi bwimbitse mu bikorwa vya Yesu nk' Umuherezi mukuru wo mw' ijuru.

Vyari kuba ivy' igikundiro iyo umwe mu bakoranabushake batanguje umugwi w' Abadventiste amenya ivyabaye ku wa 22 Gitugutu 1844. Mu gihe abizera bagerageza gutahura amakosa yabo kandi bariko bahura n' akababaro kabo ko gutakaza ivyizigiro,

ariko Imana yabayoboye mu buryo bwagutse kandi bwimbitse kandi ibafasha no gutahura neza ubutumwa bwiza na Bibiliya, nk'uko izodukorera natwe ni twahindukirira Ijambo ryayo dufise intumbero imwe yo kwifadikanya n' umugwi wayo.

**Ivyo kwandika:**

Garuka mur' ico gisomwa wandikishije amaboko hanyuma wige iyo mirongo.

- [Ca umuzingi] kumajambo, imvugo, ivyiyumviro vyagiye bigarukwako
- [Ca akarongo] musi y' amajambo, afise imvugo ngirakamaro kandi afise ubusobanuro ku bwawe.
- [Shira akamenyetso k'umwampi] mu guhuza ijambo, imvugo ifitaniye isano n'iyindi mvugo/ijambo

Fata ku mutwe umurongo wakunezereye cane. Subira uwandike ahantu incuro nyinshi kugira uwufate ku mutwe.

Ni gute Abaheburayo 8 na 9 herekana ko Yesu akorera ahera ho mw' ijuru?

Ni iki twigira ku Mana tubonye imbabazi zayo ku bantu biga inyigisho za Bibiliya bitonze?

## GUTANGA INSIGURO

### Ihema ryera ryahumanuwe

Kubona ko ariko akorana ubugororotsi ahera ho mw' ijuru ni ikintu ciza kumenya, kandi gitera kwibaza ibibazo bimwe na bimwe: Nimba umuherezi mukuru wo kw' isi yari ashinzwe kweza ahera ho kw' isi rimwe mu mwaka kandi ahera ho kw' isi ikaba yari kopi y' Ihema ryera ryo mw' ijuru, mbega Ihema ryera ryo mw' ijuru naryo ryari rikeneye kwezwa? Bivuye ku ki?

Incuro zibiri buri musi, umuherezi yinjira ahera ho kw' isi kugira ngo atangire abantu ibimazi (Abaheburayo 9: 6), ibi vyasaba amaraso n' urupfu (umurongo wa 22). Umunyavyaha wese yihannye yasengera ku kimazi ciwe imbere yuko cicwa, yimurira ivyaha vyiwe ku gikoko kitigeze gicumura kandi kigacirwa urubanza rwo gupfa. Umuherezi yaca afata amaraso amwe akayamija ahera imbere y' igihuzu, mu yandi majambo yimurira icaha ahera (Abalewi 4:17, 18). Ivyaha vyatangura kurundwa kuko vyimurwa buri musi, umwaka wose ukarinda uhera, bigatuma Ihema ryera rihinduka ahantu hahumanijwe n' icaha (Abalewi 20: 3). Umusi w' Impongano wari umusi wo gukuraho ivyaha hanyuma ahera hakezwa (Abalewi 16:19).

Uku kwezwa kwa buri mwaka kw' ahera ho kw' isi kwari ishusho y' ukweza gukwiye kwategerezwa kubera ahera ho mw' ijuru (Heb. 9:23). Biratangaje kwiyumvira ko ijuru naryo ari kimwe mu bintu bindi vyinshi bihumanye, ariko kubera ko ijuru

ryagize uruhare mugukemura ikibazo c' icaha, naryo kuraba icaha caribayemwo cariteje imyanda runaka yagize ituma rihumanurwa. Tugarutse kw' ihema ryera ryo mw' isi, igihe umuherezi yamija amaraso ku gicaniro, amaraso yaba icabona kiboneka (kandi kinuka) cerekana ko icaha cabayeho kandi igihano c' icaha ari urupfu, kuko haba hariho ikintu cavuye ayo maraso. Ayo maraso yanduye ari ahera kandi yibutsa kandi ko ikambi yose yandujwe n' icaha. Umuhanuzi Yeremiya asigura amaraso yo ku gicaniro ashaka kuvuga ko icaha ca Yuda canditswe ku mahembe y' igicaniro (Yer. 17: 1). Nk'uko icaha canditswe amaraso mw' ihema ryera ryo kw' isi, ni nako icaha candikwa ahera ho mw' ijuru. Nk'uko Ihema ryera ryo kw' isi ryari rikeneye kwezwa muri ivyo vyanditseko canke vyibutsa icaha, ni nako ihema ryo mw' ijuru naryo ryari rikeneye guhumanurwa mu vyo ryanditsweko nk' ivyaha. Umusi mukuru w' impongano utanga uku guhumanurwa kwasigura gufuta inyandiko zose zanditswe.

Ku musi w' Impongano, bazana impene zibiri kandi bakazikorerera ubufindo (Abalewi 16: 7-10). Imwe igatangwa nk' ikimazi c' ivyaha, amaraso yayo akamijagirwa ku ntebe y' imbabazi iri Ahera cane, iyindi nayo yari ihene yo kwangazwa. Ivyaha vyose vyakozwe mu kiringo c' umwaka waba uheze vyashirwa kuri iyi mpene ya Azazeri hanyuma bikajanwa mu bugararwa, ubutazongera kugaruka (umurongo wa 20-22). Imana yashaka kwereka ab' Isirayeli uburemere bw' icaha n' akamaro ko kwezwa mu mpwemu. Birumvikana ko ivyo bikorwa vyagereranya uburyo icaha catorerwa umuti, ariko kandi hariho izindi nsiguro zo mu buryo bwa mpwemu.

Imana ntiyigeze ishaka ko hagira n' umwe muri twe yibagira akamaro k' ibikorwa vyo mw' ihema (rāba Abaheburayo 9:14). Guhumanurwa kwo ng'aha kw' isi kwagereranya ukuntu ukwo mw' ijuru kuzogenda, ariko kandi dutahure ko Imana ishaka kweza ubugingo bwacu bwuzuyemwo icaha. Isezerano Rishashasha ryerekanywe mu Baheburayo 8 na 9 ntirivuga kwezwa kw' Ihema ryera gusa ahubwo ryerekana ic' akamaro gusumba ico ni ukuvuga ngo isezerano ry' uko Imana itazongera kwibuka ivyaha vyacu (Abaheburayo 8:12). Isezerano Rishasha ni isezerano ko dufise Umuherezi Mukuru adusabira kugira ngo twitegure kubona iragi ry' ibihe bidashira Imana yaduteguriye (Heb. 9:15).

**Ivyo kwandika:**

Uhejeje kwihweza ca gice cawe wandika na ya mirongo washirako akatuzo, mbega ni ibihe bintu bidasanzwe wabonye vyabimenyetso vyawe bitegerezwa kwerekezako muri rusangi?

Mbega ni ibihe bibazo bica bivyuka uhejeje kwiga iki gisomwa? Mbega ni ibihe bice bigoye?

Mbega ni iyihe yindi nyifato ngenderwako n' indunduro uca ubona?

Tudafise imico yo kuri iyi si, ni gute dushobora gukomeza ubuzima bwiza bw' iki gikorwa, n' uburemere bw'icaha?

## IVYO KUGENDEREZA

Mbega ni irihe sano iyi mirongo ikurikira ifitaniye n' Abaheburayo 9:1–15?

Ivyahishuriwe Yohana 11:19
Abaheburayo 8: 1-5
Abalewi 16: 16–19
Abaheburayo 9: 23-27
Abaheburayo 6:19, 20
Abalewi 16:30
Yeremiya 17: 1
2 Ab' i Korinto 5:10

Ni iyihe yindi mirongo /ayandi masezerano biza mu bwenge bwawe usomye igisomwa c' urufatiro?

**Ivyo kwandika:**

Subiramwo imirongo wafashe ku mutwe yo mu Bahrburayo 9:1–15.

## UBUTUMIRE

### Ubutumwa bwiza bwabonetse, bwizwe

Birakunda kuvugwa ko ishusho imwe itanga insiguro zingana n' iy' amajambo igihumbi. Muvyukuri, hariho amashusho menshi y' ikigereranyo adasaba insiguro z' amajambo menshi. Aho kwandika gusa ivyerekeranye n' agakiza, Yesu yaremye ahera ahagira igishusho gikomeye c' ukuntu umuntu akizwa kugirango abiwe abanyavyaha bashobora kuvyibonera ubwabo.

Amajambo akomeye nko gutsindishirizwa no kwezwa ni amajambo afise insiguro yimbitse nk' uko imbabazi, kubabarirwa, n' urukundo bibonekera neza mu bikorwa bitandukanye vyabera mw' ihema ryera. Turashobora kubona ikimazi ca Yesu mu buryo bw' umwana w' intama atagira icaha yategerezwa gupfa kubera ko ivyaha vya nyene kuyitanga vyimuriwe kuri wo mu buryo bw' ikigereranyo. Ukuntu umwidegemvyo w' umunyavyaha wava ku buzima bw' intama ata caha yagirizwa vyatanga akarorero keza k' ubuntu bw' Imana butuma Yesu We ata caha yakoze aboneka nk' ikimazi c' umunyavyaha yemeye kumwakira.

Buri gikoresho c' ahera (Abaheburayo 9: 2) ntikivuga akamaro kagenda gatandukanye k' igikorwa ca Yesu, ahubwo caba gifise n' uburyo caba gikoreshwa mu

buzima busanzwe. Akarorero, ibikoresho bitatu vy’ ahera (igiterekwako amatara, ameza y’ imitsima, hamwe n’ igicaniro c imibavu), igicaniro c imibavu cari hafi y’ ahera cane, aho Imana yari iba kandi icubahiro cayo caba gihari. Akamoto keza k’imibavu iduga iva ku gicaniro c’ imibavu, ireremba hejuru y’ igihuzu caba kiriko amaraso, ikageza no kw’ isanduku y’ isezerano n’ intebe y’imbabazi, igicaniro c’ imibavu cerekana neza isano dushobora kugirana n’ Imana biciye mu masengesho (Zab. 141: 2; Ivyah. 8:3). Uku kuntu umwotsi ugenda ukarenga igihuzu ukagera kw’ isandugu no ku ntebe y’ Imana ni ishusho itwereka ukuntu bikunda ko twegera Imana biciye mu masengesho tukayugururira imitima hanyuma ikaba umugenzi wacu. Ishusho y’ ihema ryera iratwereka kandi ko Imana iri ku ntebe y’ imbabazi kandi irindiye ko tuyegera (Heb. 4:16).

Ihema ryera ryerekana akarorero kuzuye k’ ubucamanza n’ imbabazi vy’ Imana; rirerekana ko ibi bintu bibiri vyose bigize imico yayo. Muri iyi sanamu, turabona ko ubucamanza n’ ukugira imbabazi bidatandukanye ahubwo bikorera mu bumwe bwuzuye. Turabona urukundo rwa Kristo ahera n’ ikimazi ciwe, turabona kandi urubanza rw’ Imana ahera cane hatari kure y’aho Yesu atangira imbabazi. Turabona kandi imbabazi zayo igihe ishengero ryaba ryahanaguwe ivyaha vyose.

Mu buryo butandukanye n’ izindi nyigisho zose twemera nk’ ishengero, ihema ryerekana ukuri kwinshi guhuzwa nk’ ibintu biri ku rutonde rwiza kandi buri gice cose haboneka igice c’ ukuntu Kristo akora. Ibi vyerekana ko hariho imvo z’ urukundo rutagereranywa rw’ Imana rurenze ku vyaha vyacu. Iyo ivyigwa vy’ ihema ryera vyigishijwe neza bishobora kuvamwo ubutumwa bwiza budasanzwe kandi butahuritse kuri buri muntu wese.

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Iyumvire ku gisomwa c’ urufatiro hanyuma urabe aho Yesu ari.<br>Ni mu buhe buryo ishusho y’ ihema ryera isa n’ uburyo tubaho mu buzima bwacu bwa buri musi?<br>Ni gute ubona Yesu ukundi canke ukongera kumubona bundi bushasha? |
| **Inyishu kw’ isengesho:** |

## IVYO KWIHWEZA
## Urusengero rwo mw' ijuru

"Ingingo yerekeranye n' ihema ryera ni yo yari urupfunguruzo rwatumye abantu batahura ukugwa mu gahundwe kwo mu mwaka wa 1844. Iyo ngingo yatumye abantu babona ukuri kwuzuye kandi kutivuguruza, kwerekana ko ukuboko kw' Imana kwari kwarongoye igikorwa gihambaye cerekeranye no kwamamaza ubutumwa bwo kugaruka kwa Yesu; kandi yerekana n' inshingano abantu bakwiye gukurikiza kuko yabaye urumuri rumurikira icicaro n' igikorwa abantu b' Imana bakwiriye kugira. Nka kumwe abigishwa ba Yesu inyuma ya rya joro rihambaye ry' umubabaro no kugwa mu gahundwe « banezerwa babonye Umwami », ni nako abari barindiranye ukwizera ukugaruka kwiwe banezerewe. Bari baramwiteze ko aseruka mu cubahiro kugira ngo ahe impera abantu biwe.

Aho ivyizigiro vyabo vyakabirana kubwo kugwa mu gahundwe, Yesu ntibari bakimubona mu maso yabo kandi bashize ijwi hejuru nk' uko vyashikiye Mariya ari ku mva : « Batwaye Umwami wanje, kandi sinzi aho bamushize. » Ubu rero, barongeye kumubona ari ahera cane, umuherezi wabo mukuru abakunda, agiye guseruka vuba nk' Umwami n' umucunguzi wabo. Umuco uvuye mw' ihema ryera waragaragaje kahise, k' ubu na kazoza. Batahuye ko Imana ari yo yari yabarongoye mu kutihenda kwayo. N'aho batari bashoboye bo ubwabo gutahura ubutumwa bari batwaye, nk' uko vyashikiye abigishwa aho hambere, ariko ubwo butumwa bwari ubw' ukuri ku mpande zose. Mu kubwamamaza bari bashikije intumbero y' Imana, kandi igikorwa cabo nticari capfuye ubusa mu Mwami. Ivyizigiro bizima vyongeye kubizizira hanyuma bagira umunezero utagira uko uvugwa kandi wuzuye icubahiro.

Ubutumwa bwompi dusanga muri Daniyeli 8: 14 «Buzokwira buce imisi ibihumbi bibiri n' amajana atatu; ni ho ahantu hera hazobona guhumanuka » n' ubwo umumarayika wa mbere: « Mwubahe Imana muyihimbaze, kukw' igihe c' amateka yayo gishitse » (Ivyahishuriwe Yohana 14:7 » butumbereza ku gikorwa ca Kristo mw' ihema ryera ahera cane, kw' itohozwa ry' urubanza; ntibwatumbereza ku kugaruka kwa Kristo kugira ngo acungure abantu biwe kandi atsiratsize ababi. Ikosa ntiryari ryavuye mu guharura ibiringo vy' ubuhanuzi ahubwo ryari ryabaye mu kumenya ikintu nyezina cari gushika mu mpera y' imisi 2300. Kubera iri kosa ryari ryabaye, abizera bari bababaye cane kubwo kugwa mu gahundwe, ariko ibintu vyose ubuhanuzi bwari bwashikirije imbere y' igihe; hamwe n' ikintu cose Ivyanditswe vyashingira intahe ko bokwitega, vyari vyashikijwe. Mu gihe nyene bariko baridoga kubwo guhungabana kw' ivyizigiro vyabo; ikintu nyezina cari caravuzwe hakiri kare n' ubwo butumwa carashitse; ico kintu nyene categerezwa gushika imbere y' uko Umwami aseruka kugira ngo ahe impera abantu biwe.

Kristo yari yaje ariko ntiyari yaje kw' isi, nk' uko bari bavyiteze; ariko yari yinjiye ahera cane ho mw' ihema ryera ryo mw' ijuru ; nk' uko vyari bimeze mw' ihema ngereranyo ryo mw' isi. Ni we umuhanuzi Daniyeli yerekana aje muri kino gihe kuri wa wundi wa mbere na mbere. « Kandi mu vyo neretswe mw' ijoro nagize ntya mbona haje uwusa n' umwana w' umuntu – ataje kw' isi azananye n' ibicu vyo kw' ijuru, aza kuri wa wundi wa mbere na mbere, baramumushikiriza » (Daniyeli 7:13) (Ellen G. White, *Ivyizigiro bihambaye* pge 209)

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Inyuma yo kwiga iki gice co muri rino yinga, mbega ni ibihe bintu ubona ushobora gukurikiza ubwawe mu buzima bwawe?<br><br>Mbega ni hehe ivyo wize uzobikoresha? Mw' ishure, mu muryango, ku kazi hamwe no ku rusengero mu buzima bwawe rusangi?<br><br>Subira urabe kirya gice c' urufatiro. Mbega ni gute kijaniranye n' ivy' ubuzima bwawe mur' iri yinga? |

## GUSUZUMA UBUMENYI

Sabikanya ivyo wabonye mu murongo wo gufata ku mutwe wa rino yinga kandi ubandanye n' ubumenyi bwose wungutse, ivyo wabonye, ibibazo wagize (canke vyo mu mugwi wawe). Fata ibibazo vyo guhanahanirako ivyiyumviro n' abo musangiye umugwi.

Abakoranabushake ba mbere barize kandi bizera badakekeranya ko gutahura Ivyanditswe arikwo kuri. Ariko, kw' iherezo basanze bihenze baratangara cane, basabwa kwongera kwiga vyose. Ni iki dushobora kwigira ku vyababayeko, mbega kandi hoba hariho ibintu bigize iki gikorwa dukwiye kubandanya gukora uyu musi?

Kuki Imana itahaye abantu icerekezo ngo itange ukuri kuri iyi nyigisho? Kuki yemeye ko abizera baharanira kubimenya?

Ni mu buhe buryo Imana itwemerera kurwanira no gushaka kumenya Bibiliya muri iki gihe? Ni gute iyi nzira ari nziza kuri twebwe?

Ihema ryera ryo mw' isi ryerekana ubwiza bwa Kristo, ariko ni mu buhe buryo ihema ryera ryo mw' ijuru rishobora kuba rifise ishusho nziza kurushirizaho? (Rāba Abaheburayo 9:11.)

Ihema ryera ritubwira iki ku kuntu Imana ikoresha uburyo butandukanye bwo kutwigisha? Ni gute dushobora guhuza ivyo tuzi mu gihe dusangira n' abandi ubu butumwa?

Kuki ihema ryera ryo kw’ isi ryari rikeneye guhumanurwa?

Ni mu buhe buryo ihema ryo mw’ ijuru naryo rishobora gukenera guhamanurwa?

Umusi w’ Impongano mu bwoko bwa Isirayeli ya kera wahamagarira abantu kwisonzesha umusi wose bakanasenga, ariko kuri twebwe uyu musi, biba mu gihe kinini-imyaka iharurwa mu majana. Ni gute dushobora gukomeza ubwo buremere?

Twarabonye ko ihema ryera ari ihuriro ry’ ibikorwa vya Kristo akora kubw’ ikiremwa-muntu. Ni gute gutahura neza Ahera bidufasha kurushaho kuba abakristo?

**Kugira ngo urabe amashusho kuri iki cigwa woshobora kurabira ku masanamu aboneka kuri izi mbuga:**
*The Great Disappointment:* https://lineagejourney.com/video_episodes/5-the-great-disappointment

# IYINGA RYA 3: ISABATO

Semerera cane, woye kwigarura; rangurura ijwi ryawe nk’ inzamba, ubarire abantu banje ibicumuro vyabo, n’ inzu ya Yakobo ivyaha vyabo. Mugabo bandondera uko bukeye, banezererwa kumenya inzira zanje; nk’ ihanga ryakora ivy’ ukugororoka, ntirireke ivyagezwe vy’ Imana yabo, ni ko bansaba ivyagezwe vyo kugororoka, bakanezererwa kwegera Imana. Barabaza, bati Mbeg’ igituma twisonzesha, nturuhe ubibona, ni ku ki? Igituma twibabaza, nawe ukavyirengagiza, ni ku ki? Erega mbiterwa n’ uko ku musi wanyu wo kwisonzesha mupfa kwikorera ivyanyu, mugakoresha nabi abakozi banyu bose. Raba ico mwisonzeshereza n’ amahane n’ imitongano no gukubitana ibipfunsi vyo kugiriranira nabi; ereg’ ukwisonzesha kwanyu kwo mur’ iyi misi si kwo kwotuma ijwi ryanyu ryumvikana mw ijuru. Non’ ukwisonzesha nshima, mugira ngo kumeze gurtyo? Mugira ngo n’ umusi wo kwibabarizamwo, no kujondamika umutwe nk’ urufunzo, no kwisasira amagunira n’ umunyota? Mbeg’ ivyo ni vyo mwita kwisonzesha, n’ umusi jewe Uhoraho nnezererwa? Mbeg’ uku si kwo kwisonzesha nshima? S’ ukubohora abantu ingoyi z’ ukugiriranira nabi, no guhamburura imigozi abatwazwa igitugu, no kurekura impahazwa ngo zidegemvye, mukavuna ivy’ ugutwaza igitugu vyose? Mbega s’ ugutanga ivyo kurya vyawe ukagaburira abashonje, ukazana aboro birukanywe ukabashira mu nzu yawe? Wabona ugenda gusa ukamwambika, ntiwirengagize mwene wanyu? hanyuma rer’ umuco wawe uzoca utambika nk’ umutwenzi, amagara yawe asubire atotahare vuba; ukugororoka kwawe kuzokuja imbere, kand’ ubgiza bganje buzoba bukwimirije. Hanyuma ni watabaza, jewe Uhoraho nzokwitaba; ni watakamba, nzovuga, nti Ndi hano. Ni wakura ugutwaza igitugu hagati muri wewe, no gutungira abandi urutoke, n’ ibiyago bibi, ugahebera umushonji ivyo wari kurya, ugahaza impahazwa: umuco wawe uzorasira mu mwiza, kand’ umwiza wawe uzohinduka nko ku murango w’ amashoka; kandi jewe Uhoraho nzokwama nkurongora, nzohaza ubugingo bgawe mu gihe c’ ikigatwa, nguhe kunonoka mu magufa yawe; kand’ uzomera nk’ indimiro ikwegewemw’ umwuzi, kand’ uzoba nk’ isoko y’ amazi idakama. Kand’ ahar’ imisaka kera hazosubira kwubakwa; bazokwubaka ku matanguriro yariho mu bindi bihe; kand’ uzokwitwa Uwica ibirengero, n’ Usibura inzira zija mu ngo. Ni wakura ikirenge cawe, ngo ntukandagire isabato, ukareka gukora ivyo wigombeye ku musi wanje wera, arik’ ukita isabato umusi w’ umunezero, mber’ umusi wanje wera ukawita uw’ icubahiro, ukawubaha, ntukore ivyo utegerezwa ubgawe, ntiwironderere gukora ivyawe, ntiwirirwe mu bijandijandi vy’ ubusa, nuk’ uzonnezererwa jewe Uhoraho; nanje nzoguha kugenda ujandagira ku mpinga z’ imisozi yo mu gihugu; kandi nzogutungisha ishamvu ya sogokuruza Yakobo: kukw akanwa kanje, jewe Uhoraho, ari ko kabivuze.Yesaya 58:1-14

# INTANGAMARARA
## Umwanya wo gukoranira hamwe

Umugwi umwe wari wunze ubumwe wiciyemwo ibice mu myaka yakurikiye igihe Yesu aho baboneye ko Yesu atagarutse, ibi vyatumye abizera basabwa kwongera kwiyubaka bushasha. Imana yahisemwo gukoresha ukuri kw' inyigisho y' Isabato kugira ngo ihuze abizera bayo, yamenyekanishije uku kuri kw' agaciro ku bantu batandukanye inyuma y' igihe bari baciwe intege no kuba Yesu ataje.

Aha ntidushobora kwirengagiza impamvu zatumye habaho Ababatiste b' umusi w' indwi. Akarorero kamwe twotanga ni aka Rachel Oakes Preston, uyu niwe yabwiye ukuri kw' isabato uwitwa Pasiteri Frederick Wheeler, inyuma y' inyigisho yari yarigishije igihe kimwe kuwa mbere w' imisi indwi. Igihe Pasiteri Wheeler yakira ubutumwa bw' Isabato, hariho ishengero rito ryari risanzwe ryubahiriza Isabato ryari ryarashinzwe i Washington, muri New Hampshire, aho ishengero rya mbere ry' Abadventiste ryubahiriza Isabato na n' ubu riracahari.

Thomas Preble, ni uwundi mubatiste akomeye, ni we muvugabutumwa wa mbere yari hagati mubo kwa Mileri n' Abadiventiste yavugiye Isabato abicishije mu nyandiko. Ikibabaje ni uko yubahirije Isabato imyaka itatu gusa, ariko igitabo ciwe caravuze ngo "Mu nyandiko, biraboneka ko umusi w' indwi utegerezwa kwubahirizwa nk' isabato, aho kuruhuka ku musi wa mbere" iyo nyandiko yashize mu vyo yasohora yagize inkurikizi zikomeye. Joseph Bates yasomye iyi nkuru, yemera ukuri, kandi mu ntango z' 1845 twovuga ko ari we muvugabutumwa yari akomeye mu kwigisha Isabato y' umusi w' indwi. Bates yanditse inkuru nyinshi ku giti ciwe yerekana ukuri kw' isabato, ari nazo zatumye James na Ellen White bakira ukuri kwo kubahiriza Isabato.

Urwandiko rwa Thomas Preble rwageze no kuri Lewis B. Stowell wo muri Paris hill, i Maine. Uyu we yabishize ku ruhande, ariko umukobwa wiwe Marian w' imyaka cumi n' itanu ararusoma kandi aca yiyemeza ko azubahiriza Isabato. Yabwiye na murumuna we Lewis n' uwitwa J.N. Andrew yari afise imyaka cumi n' itanu. Aba basore bose bahereye aho bemera ubutumwa bw' isabato.

Inkomoko y' Isabato yakomeje kwinjira mu bwenge bw' Abadventiste bemeye kwicisha bugufi kandi bakiga. Ukwo kuntu bari batatanye ni vyo vyari kubaha inguvu nyinshi. Imana yakoresheje abantu bo mu bihugu bitandukanye, imihingo itandukanye, hamwe n' imyaka itandukanye kugira ngo yerekane ukuri gukomeye - ukuri kwatumye habaho umurwi wayo kandi uku kuri kwagumye kumenyekana mu mpande zose z' isi.

**Ivyo kwandika:**

Koporora Yesaya 58:1–14. Urashobora kandi kwandika ico gisomwa ukoresheje amajambo yawe bwite, canke ukoresheje incamake y' ico gice.

## KWINJIRA MW' IDO N' IDO

### Imvo nyamukuru

Ababatiste b'musi w' indwi bizera ko ukuri kwihishura ubwakwo - ko impera n'imperuka abantu bazovyumva ko ari ukuri nyene. Ntabwo bigishije cane Isabato kubw'iyo mvo. Mu buryo butandukanye n' ubwo, abizera b' Abadiventiste babona ko Isabato atari umusi wisubiriza gusa wo gusenga ahubwo ni ikibazo gifise akamaro gakomeye mu misi y' iherezo ari nayo bari bagezemwo. Iki ciyumviro cerekanywe ku ncuro ya mbere na Joseph Bates, uyu yahujije Isabato y' umusi w' indwi n' igikorwa ca inyuma ca Yesu mw' ihema ryera ryo mw' ijuru akoresheje Ivyahishuriwe Yohana 14: 9–13 no mu Vyahishuriwe Yohana 11:19.

Yerekanye iri sano ku buryo bukurikira: urubanza rubera Ahera cane, ni naho isandugu y' isezerano ibikwa, kandi amabwirizwa y' Imana niyo arimwo Isabato, abikwa mw' iyo sandugu nyene. Abizera bamenye ko kwirengagiza Isabato bisigura kwirengagiza amabwirizwa y' Imana, ihema ryo mw' ijuru aho amabwirizwa ava, kandi urubanza rubera muri iryo hema. Ibwirizwa iryo ari ryo ryose mu mabwirizwa Icumi riri ku ntimatima y' ihema ry' urusengero rw' Imana ryo mw' ijuru, bisigura ko ibwirizwa ry' Isabato naryo ryategerezwa kuba rifise akamaro gakomeye ariko ryoryo ryari ryaribagiranywe kuri benshi.

Nk'uko Isabato yari ikeneye gusubirwako mu gihe ishengero ry' Abadventiste ryashingwa, yategerezwa gusubizwa mu gihe ca Yesaya. Igihe Yesaya yandika igice kidufitiye akamaro (Yesaya 58: 1-14), yahamagariye ab' Isirayeli n' abayuda bose gusubira gusenga Imana inyuma y' imyaka myinshi bari bamaze bakurikiye ibigirwamana. Muri iyi mirongo harimwo imihamagaro myinshi n' imburi, kandi kugera mu gice ca 57 kugeza 59 habonekamwo cane umuhamagaro w' ivugurura - kugirango ab' Isirayeli basubire ku Mana, bivugurure muri Mpwemu w'ukuri nk' ishengero ryatoranijwe, kandi bavavanure n'icaha burundu. Guhera ico gihe, Isabato yasubiriye guhonyangwa mu gihe c' ubuhanuzi bw' imyaka 1260 (guhera mu mwaka w' 538 kugeza 1798), aha ni igihe ubupapa bwari bukomeye hanyuma bugashinga umusi wa mbere nk' umusi wo gusengwako. Yesaya 58 hatanga ivyizigiro ko Isabato izosubizwa aho ikwiriye kuba mu gihe ca nyuma.

Yesaya 58 kandi harerekana kwisonzesha kw' ukuri n' ukutari ukw' ukuri. Iki gice gitangura kwerekana uburyarya no kutitwararika ivyo kwisonzesha kw' ab' Isirayeli (umurongo wa 3, 4). Ibi bitandukanye n' ivyo Imana yari yiteze kuri bo:

kubaho ubuzima bwo kugororokera Imana banezerewe kandi babiterwa n’ urukundo rukabatera kwibuka kuruhuka Isabato ya buri yinga. Iki gice cerekana ko kurihuka Isabato kubera uburuhe no kwanka guhabwa amabwirizwa y’ akazi canke kwanka gufasha abakeneye ibikorwa vy’ amaboko yawe atari ukuruhuka kw’ ukuri. Isabato Imana ishaka kuvugurura mu misi y’ iherezo, ni Isabato irimwo igikorwa c’ ubwitange, si ukwama duharira kubijanye na Dimanche na Samedi gusa. Imana ntishaka gusa abantu baruhuka umusi w’ ukuri; ahubwo irondera abantu bubahiriza Isabato mu nzira nziza.

Rimwe na rimwe, turashobora kwisanga turiko dukora ibintu bikwiriye ariko impamvu zidutera kubikora zikaba zitari zo. Yesaya 58 ni umuhamagaro wo kwakira Isabato kubw’ impamvu zose z’ukuri - kugirango dushire imbere gusangira imigisha y’ Imana n’ abantu bari mu mubabaro. Imana ifashe ingo zacu, amashure, n’ amashengero kwongera kumenya insiguro yimbitse y’ isabato.

**Ivyo kwandika:**

Subiramwo igisomwa wahawe wongere wige ayo majambo.

- [Ca umuzingi] kumajambo, imvugo, ivyiyumviro vyagiye bigarukwako
- [Ca akarongo] musi y’ amajambo, imvugo ngirakamaro kandi afise ubusobanuro ku bwawe.
- [Shira akamenyetso k’umwampi] mu guhuza ijambo, imvugo ifitaniye isano n’ iyindi mvugo/ijambo

Fata ku mutwe umurongo wakunezereye cane Subiramwo uwandike ahantu incuro nyinshi kugira uwufate ku mutwe.

Mu gihe Isabato izwi cane muri iki gihe, ni mu buhe buryo ikeneye gusubirwamwo kandi no mu bavuga ko bayubahiriza?

Ni kuki wiyumvira ko Isabato yatoranijwe nk’ ukuri guhuza abizera ba b’ Abadiventiste ba mbere? Kuki iyi nyigisho itabaye iyindi?

## GUTANGA INSIGURO
### Gusenga kw' ukuri

Yesaya 58 herekana ibintu bigize Isabato kandi ivyo bintu ni vyo igitabu c' Ivyahishuriwe Yohana vyaje gushingako imizi. Ni ikiruhuko kandi ni igipimo c' urukundo dukunda Imana ni n' igipimo kandi c' imvo zacu mu gusenga, mu gukorera Imana kandi no kwumvira. Ubwizigirwa mu kwubahiriza Isabato buri yinga tukareka ayo mahirwe yo muri wikendi yo kwunguka nk' uko tuba dusanze dukora mu yindi misi igize indwi tuba twiyemeje gushira imbere Imana kuruta ibindi bintu vyose. Binyuze mu kubahiriza Isabato, abantu barashobora kubona ko dukunda Imana tukayishira imbere y'imyimenyerezo ngororamubiri, ibirori, akazi, canke umuryango. Kwubahiriza Isabato y' umusi w' indwi aho kuba uwundi musi vyerekana ko twizeye kandi ko dushira hejuru Ijambo ry' Imana kuruta uko dushira hejuru ubwoko bwose bw' imigenzo n' ubutware bwa kimuntu.

Ikibabaje, n' uko biboneka ko ab' Isirayeli batashize mu ngiro ivyo Yesaya yari yagerageje kubigisha kubijanye n' ubumenyi nyabwo bw' Isabato kuko igihe Yesu yakiza umuntu kw' isabato inyuma y'imyaka myinshi Yesaya abigishije, bamugiriye urwanko kandi atariko vyari bikwiriye kugenda (Luka 14: 1-6; Yohana; 5: 1-18). Abantu bo mu misi y' iherezo nabo basabwa kwiga neza bagatahura ivyerekeranye no kwubahiriza Isabato, tukabitahura kandi tukabisigura neza kugirango dutahuze n' abandi akamaro kayo.

Imana ishaka ko tuba abanyakuri mu vyo dukora vyose. Abisirayeli bari barabuze ukwo kuri, na canecane ku vyerekeranye n' Isabato. Bobo bakora ibibonekera hanze gusa bikabonwa n' abandi nk' ukuri (Yesaya 58: 3, 4), ivyo navyo ni nk' ishusho canke imero y' idini, muvyo bakoze, bemereye ibikorwa vyabo kuba ari vyo bibahuza n' ukwemera kwabo kuko baba bashaka kwiruhukira ibikorwa vyabo gusa hanyuma bibatera kwigira impumyi ku kumenya ukuri kubo ari bo. Uku gushaka kwikunda no kudashaka kwitanga ni vyo bitera kuba kure cane y' ukuri Imana idukeneyeko.

Yesaya 58: 6, 7 hatanga inyishu itanga urukingo ryo mu vya mpwemu ku bupfu bwabo bwo kutagira imero ya nyayo mu vy' idini. Iyi nyishu yo kwisonzesha gushasha, irimwo n' igikorwa ca mbere Abisirayelo bari barirengagije. Inzu zabo zabwirizwa kuba ubukiriro ku barengana, abashonje, abirukanywe, n' abakene. Yesu yongeye kwibutsa abigishwa biwe zimwe muri izi ngingo muri Matayo 25, aho yashimangiye akamaro k' uburyo bafata "Uwuri hasi y' abandi" Amajambo ya Ellen White mu gitabo *Uwipfuzwa ibihe vyose* agira ati: "Igihe amahanga azokoranira imbere yiwe, hazobaho imigabane ibiri, kandi iherezo ryabo ry' ibihe vyose rizogenwa n' ivyo bakoze canke birengagije gukorera wa muntu w' umukene n' uwuhahazwa" ([1898], 637). Kubahiriza Isabato mu

gihe wirengagije kugabanya imibabaro no kuganya ku bandi bantu ni ubusa mu maso y' Imana; ntaco bivuze kuri Yo.

Imirongo ya 13 n' iya 14 ivuga mu buryo bwumvikana ibijanye no kwubahiriza Isabato mu kwerekana ibintu bitatu tubwirizwa kwirinda gukora kuri uwo musi wera: kuja mu biganiro bidafise ishingiro, kurondera ibiduhimbara, no kuja mu bijandijandi vyacu vy' ubusa. Muri make, bishatse kuvuga ngo "Ntukikunde kw' isabato". Kw' Isabato bidusaba gukora ibikorwa vyuzuye urukundo dukorera Imana n' abandi tukabigira akamenyero kacu, kuko ubu buryo bwo kubahiriza Isabato bushimisha Imana, kandi ubu buryo bwo kwubahiriza Isabato na bwo ubwabwo buzohindura imitima yacu kandi burandure imizi y' ivyaha bitubamwo.

**Ivyo kwandika**:

Uhejeje kwihweza ca gice cawe wandika na ya mirongo washirako akatuzo, mbega ni ibihe bintu bidasanzwe wabonye vyabimenyetso vyawe bitegerezwa kwerekezako muri rusangi?

Mbega ni ibihe bibazo bica bivyuka uhejeje kwiga Abalewi 2? Mbega ni ibihe bice bigoye?

Mbega ni iyihe yindi nyifato ngenderwako n' indunduro uca ubona?

Ni mu buhe buryo kuja mu rusengero gusa, rimwe na rimwe umusi wose, kwicara no kwumviriza bitaba ari Kuruhuka Isabato mu buryo bwiza?

Nimba Yesaya 58: 3, 4 vyandikiwe wewe ubwawe uyu musi, ni ubuhe bwoko bw' ibikorwa vy' idini vyoshirwa mu mwanya wo kwisonzesha?

## IVYO KUGENDEREZA

Mbega ni irihe sano iyi mirongo ikurikira ifitaniye na Yesaya 58:1–14?

Itanguriro 2: 1-3
Kuvayo 20: 8-11
Yesaya 66:22, 23
Mariko 3: 1-6
Mika 6: 8
Matayo 25: 31-46
Ezekiyeli 20:12, 20
Abaheburayo 4:10

Ni iyihe yindi mirongo /ayandi masezerano biza mu bwenge bwawe usomye igisomwa c' urufatiro?

**Ivyo kwandika**:

Subiramwo imirongo wafashe ku mutwe yo muri Yesaya 58:1–14.

## UBUTUMIRE
### Gutanga ni kwo Kubaho

Isabato ni imwe mu mpano nziza Imana yahaye abantu. Ni igihe ceguriwe gushikirana na Yo, gushikirana n'abandi bizera, no kwitanga kubwa Databuja. Umubano wacu n' abandi bantu urerekanwa cane mu buzima tubamwo mu yindi misi, kandi muri ubwo buryo nyene, urukundo dukunda Imana n' ubwitange bwacu ku bwayo tuvyerekana kw' isabato. Yesu yabajije Petero nimba amukunda incuro zitatu, na n' uyu musi aracatubaza ikibazo gisa uku kuvy' Isabato: Mbega turakunda Imana gusumvya ivyiyumviro vy' abo tutemera kumwe? Turayikunda gusumba imiryango yacu ishobora kutemeranya natwe? Turayikunda gusumba ibikorwa vyacu n' ibindi bintu twihamwo akaruhuko?

Yesaya yashize akatuzo mu kwerekana ko Isabato ari ukubaho ubuzima butarimwo kwikunda ariko tugashira imbere gukunda Imana no gukunda abagenzi bacu. Uburyo bwo kubaho no gusenga bivugwa muri Yesaya 58 nivyo Yesu yakomeje kwereka abantu igihe yari kw' isi. Yesu yerakana mpwemu w' ukuri kw' Isabato mu guhitamwo gukorera abandi, na cane cane gukiza kw' Isabato.

Yesaya 58: 6, 7, Yesu yasavye ubwoko bwa Isirayeli gukora ibintu umunani kugira ngo umuco wabo umurikirire abandi Nta na kimwe muri ivyo bintu umunani bigoye gukora, ariko kuba vyoroshe bishobora kuvamwo ikibazo. Rimwe na rimwe, usanga vyoroshe gukorera Yesu "igikorwa kinini" vyoroshe gukora gusumba ikindi gikorwa coroshe woshobora kwiyumvira. Kristo yabasavye kugaburira abashonje no

kuzana abakene mu ngo zabo kugira ngo babafashe banabasengere, Umwami abishure (umurongo wa 9). Akenshi turagenda kure y' aho tuba kubwira abantu ivya Yesu mu gihe tutigeze tubibwira ababanyi bacu. Yesu arwanya iyi nyifato. Iyo twumvise gutaka kw' abakene tukabakorera ivyo bakeneye, tuba dukoreye abo bakene ivyo twizera ko Imana izodukorera nitwaba tuyitakambiye. Akenshi tugira inyifato nk' iy' umwana yononekaye asaba cane abavyeyi biwe ariko nawe ubwiwe adashaka gufasha mu bikorwa vyo mu rugo. Imana irajwe ishinga no kwishura amasengesho yacu no kuduha imigisha myinshi, ariko iyo migisha ntaco izotumarira kiretse natwe twumvise ivyo abandi bakeneye hanyuma tugasangira imigisha y' Imana nabo. Insiguro nyezina y' Isabato ni kugira ubuzima butikunda aho twitegurira kwakira imigisha yuzuye y' Imana maze tukanka kuyisabikanya n' abadukikije.

Ukuntu tubaho mw' iyinga ryose ni kimwe muburyo dusengamwo, kuko ni ukubaho tureka ubugombe bw' Imana tureka bukatubako hanyuma tukabona umunezero wuzuye. Ijambo "umunezero" rikoreshwa kabiri mu mpera za Yesaya 58 bitandukanye cane no kwishakira ibihimbaro. Imana ntishaka kugabanya umunezero wacu; Irashaka ko twishimira umunezero w' Isabato y' ukuri atari iyo kwubahiriza gusa umubano mwiza na Yo ahubwo ni n' ubwaku bwiza dutanga ku bandi.

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Iyumvire ku gisomwa c' urufatiro hanyuma urabe aho Yesu ari.<br>Ni gute tubona Yesu yitwara ku masabato yiwe?<br>Ni gute ubona Yesu ukundi canke ukongera kumubona bundi bushasha? |
| **Inyishu kw' isengesho:** |

## IVYO KWIHWEZA
### Isabato yasubijweho

Abicishije kuri uyu muhanuzi nyene, Umwami yashinze iri bwirizwa ngo "Andika ivyo washingiye intahe, ubimatanishe ishashara, ubihe abigishwa banje babishire k' umutima" (Yesaya 8:16). Ikidodo c' amabwirizwa y' Imana kiboneka mw' ibwirizwa rya kane. Iri ryonyene, muri aya cumi yose, ni ryo ryerekana izina hamwe n' amabanga uwushinga amabwirizwa ajejwe. Rivuga ko ari umuremyi w' ijuru n' isi, hanyuma rikerekana gutyo ko akwiye kwunamirwa no gusengwa hejuru y' ibintu vyose. Uretse muri iri bwirizwa rya kane, nta kindi kintu dusanga mu mabwirizwa cumi cerekana uwufise ububasha bwo gutanga ibwirizwa. Igihe isabato yahindurwa n' ububasha bwa papa, ubwo ikidodo cari gikuwe ku mabwirizwa y' Imana. Abigishwa ba Yesu bahamagarirwa kunagura ico kidodo – mu gusubiza Isabato y' ibwirizwa rya kane

ikibanza ikwiriye nk' urwibutso rw' igikorwa co kurema hamwe n' ikimenyetso c' ububasha bw' Imana.

"Dusubire ku Vyagezwe no kuri vya bishinga intahe ". Mu gihe inyigisho n' ivyiyumviro bivuguruzanya vyiyongera ku bwinshi, ibwirizwa ry' Imana ni co cagezwe conyene kidashobora guta umurongo; ni naco rupimo rw' ivyiyumviro, hamwe n' inyigisho vy' abantu. Umuhanuzi avuga ati: "Ni batavuga ibihwanye navyo bazoba mu bwira ntibuce" (Yesaya 8: 20)

N' ubu nyene, ibwirizwa riratangwa "Semerera cane woye kwigarura; rangurura n' ijwi ryawe nk' inzamba, ubarire abantu banje ibicumuro vyabo n' inzu ya Yakobo ivyaha vyabo." Isi yacumuye si yo iriko irabarirwa hano; ariko n' abo bose Umwami yita "abantu banje"; abo ni bo bahambarirwa ku bwo ibigabitanyo vyabo. Hamwe n' ivyo arongera akavuga ati: " Mugabo bandondera uko bukeye, banezererwa kumenya inzira zanje; nk' ihanga ryakora ivy' ukugororoka, ntirireke ivyagezwe vy' Imana yabo" (Yesaya 58: 1, 2) Aha harerekana abantu barajwe ishinga n' igikorwa c' Imana, ariko uguhambarirwa icese gukomeye kuva kwa wa wundi asoma mu mitima, kwerekana ko bakandagira ivyashinzwe n' Imana.

Uku ni ko Uwavugishwa n' Imana yashize ahabona ibwirizwa ryari ryaribagiranywe: "Kand' ahar' imisaka kera hazosubira kwubakwa; bazokwubaka ku matanguriro yariho mu bindi bihe; kand' uzokwitwa uwica ibirengero, n' uwusibura inzira zija mu ngo. Ni wakura ikirenge cawe ngo ntukandagire isabato, ukareka gukora ivyo wigombeye ku musi wanje wera arik' ukita isabato umusi w' umunezero, mber' umusi wanje wera ukawita uw' icubahiro, ukawubaha, ntukore ivyo utegerezwa ubwawe, nturondere gukora ivyawe, ntiwiririrwe mu bijandijandi vy' ubusa, nuko uzonezerererwa jewe Uhoraho" (Yesaya 58: 12-14). Ubu buhanuzi nabwo nyene burabana n' igihe turimwo. Mu mabwirizwa y' Imana habonetsemwo igihengeri igihe isabato yahindurwa n' ubushobozi bw' ishengero ry' i Roma. Ariko igihe carashitse kugira ngo ico cagezwe c' Imana kinagurwe. Uwo mugaga ukwiriye gusanurwa hanyuma umushinge w' ibihe vya kera ugasubirwamwo. (*Uwipfuzwa Ibihe Vyose pge 311-312*)

**Ivyo kwandika:**

Inyuma yo kwiga iki gice co muri rino yinga, mbega ni ibihe bintu ubona ushobora gukurikiza ubwawe mu buzima bwawe?
Mbega ni hehe ivyo wize uzobikoresha? Mw' ishure, mu muryango, ku kazi hamwe no ku rusengero mu buzima bwawe rusangi?
Subira urabe kirya gice c' urufatiro. Mbega ni gute kijaniranye n' ivy' ubuzima bwawe mur' iri yinga?

## GUSUZUMA UBUMENYI

Sabikanya ivyo wabonye mu murongo wo gufata ku mutwe wa rino yinga kandi ubandanye n' ubumenyi bwose wungutse, ivyo wabonye, ibibazo wagize (canke vyo mu mugwi wawe). Fata ibibazo vyo guhanahanirako ivyiyumviro n' abo musangiye umugwi.

Urwaruka rwo muri Paris' Hill biyemeje kubahiriza Isabato imbere y' abavyeyi babo. Ibi bitubwira iki ku nshingano zacu ku kuri? Ni izihe ngorane uhura nazo mugukurikiza ukwizera kwawe mu miryango yawe?

Thomas Preble yagize uruhara runini muri kahise k' Isabato, yamara inyuma y' imyaka mike areka kubahiriza Isabato. Ninde wundi muntu woba uzi muri Bibiliya canke muri kahise yakoreshejwe n' Imana ariko ntiyashobora gukizwa, mbega kandi twokwirinda dute ibintu bimeze nk' ukwo?

Ellen na James White babandanije bubahiriza Isabato inyuma yo gusoma agapapuro kanditswe na Joseph Bates. Ibi bitubwira iki ku kuntu Imana iyobora urugendo rwayo mu kuri?

Ni iki twokwigira ku gukorera hamwe kwa Frederick Wheeler na Rachel Oaks?

Ni gute Isabato ifitaniye isano n' ahera kandi urubanza ruva ku gutahura kwacu n' uburyo tubaho?

Ni gute Yesaya 58 hatuma Isabato iraba abandi kuruta twebwe ubwacu?

Ni gute twokwirinda ibinezeza ariko tugakomeza kunezerwa n' Isabato?

Vyoba ari vyiza gukora ikintu ciza kubw' imvo zitari zo?

Ni mu buhe buryo ishengero canke umugwi wanyu ushobora guhindura Isabato bivanye n' igikorwa kinezereje kurusha uko bimeze ubu?

Ni mu buhe buryo duha Imana ivyo idashaka biciye mu gusenga kw' Isabato?

Ni gute dushobora guhuza ivyo dukeneye mu kugaburirwa mu mpwemu kw' isabato n' inshingano zacu zo gukorera abandi no kubaha ivyo bipfuza?

Ubutumwa bw' umumarayika wa mbere buboneka mu Vyahishuriwe Yohana 14: 7 burimwo ubutumwa bw' isabato ku bizera bo mu misi yanyuma. Ni ukubera iki kwubaha Imana biciye mw' Isabato ari nkenerwa cane ku bizera bo mu misi y' iherezo?

**Kugira ngo urabe amasanamu ajanye n' iki cigwa, koresha iyi miyoboro (link) iri aha hepfo:**

https://lineagejourney.com/video_episodes/10-frederick-wheeler-and-rachel-oakes
https://lineagejourney.com/video_episodes/11-joseph-bates-and-the-sabbath-pact
https://lineagejourney.com/video_episodes/12-the-sabbath-and-the-youth-of-paris-hill-maine

## IYINGA RYA 4: IMPANO YA GIHANUZI

Umugore ahabga amababa abiri y' inkukuma nini, kugira ngw agurukire mu bugararwa ahantu hiwe, ah' agaburirirwa igihe n' ibihe n' igice c' igihe, arindwa ico kiyoka. Ico kiyoka gisendanisha amazi nk' uruzi avuye mu kanwa kaco inyuma y' uwo mugore kugira ngo kimutwaze uruzi. Isi itabara uwo mugore, yasamika akanwa kayo, imira uruzi ca gisato casendanishije. Ico gisato kigirira wa mugore inzigo, kirigira ngo kirwanye abo mu ruvyaro rwiwe basigaye, bitondera ivyagezwe n' Imana kandi bafise ibishingira Yesu intahe.
Ivyahishuriwe Yohana 12:14-17

## INTANGAMARARA
### Kwemera umuhamagaro

Imbere y' 1844, mu gihe abamilerite barushiriza kugwiza abantu umwanya k'uwundi, Imana yahaye abantu batatu impano yo guhanura. Uwa mbere yari William Foy, umuvugabutumwa muremure, avuga neza, umunyafrica wo muri Amerika akomoka i Boston. Foy yahawe amayerekwa ane mbere y' igihe Yesu bari biteze atari aje kandi muri ayo mayerekwa yose ivyo yeretswe yabwira abandi uko yabibonye kandi akavugira k'umugaragaro.

Hazen Foss niwe muntu wa kabiri yahawe iyerekwa. Inkuru yiwe ntidutera akababaro gusa ahubwo iranatuburira. Imbere gato y' uko Ellen White agira iyerekwa ryiwe rya mbere, Foss yari afise iyerekwa risa n' iryo nyene hanyuma asabwa kubibwira abandi. Ikibabaje, yari agishavuriye kuba Yesu ataje hanyuma bimutera kwanka kubivuga. Uhoraho yari yaramubwiye ko azomuha ayandi mahirwe. Niyanka kwumvira kandi, iyerekwa rizoca rihabwa uwundi muntu. Yongeye kwanka kandi, n' ubwo yari asanzwe yarahawe imburi. Yumvise ijwi rivuga ngo: "Wababaje Mpwemu w' Uhoraho" (6LtMs, Lt 37 [1890]).

N' ubwoba bwinshi, yashatse kuvuga ivy' iyerekwa hanyuma ahamagara inama y' abizera b' Abadventiste. Yababwiye ivyabaye ariko igihe kigeze ngo avuge ivy' iyerekwa, ntiyashoboye kwibuka ikintu na kimwe muri vyo muyandi majambo nta jambo na rimwe yari acibuka. Abari bari aho bavuze ko vyari ibintu vyambere biteye ubwoba kandi bitangaje. Hanyuma y' aho yumvise Ellen White avuga ivy' iyerekwa risa n' ivyo yari yari yahawe hanyuma yingingira Ellen kuba umwizerwa mu gukora igikorwa yari ahawe, aranidoga ko ari umuzimire. Mu myaka mirongo irindwi yabayeho ntiyongeye na rimwe kugira umwitwarariko w' ivya mpwemu.

Uwa gatatu yakiriye impano y' ubuhanuzi ni Ellen White, uyu yahamagawe afise imyaka cumi n' indwi. Yarwanye n' umuhamagaro wiwe hanyuma atinya kuvugira mw' ishengero ivyo yari yeretswe, ariko mu nyuma yemeye kwiyegurira Imana hanyuma aba

intumwa igororoka y’ Imana mu rugendo rw’ Abadventiste mu myaka mirongo irindwi yakurikiye.

**Ivyo kwandika**:

Koporora Ivyahishuriwe Yohana 12:14–17. Urashobora kandi kwandika ico gisomwa ukoresheje amajambo yawe bwite, canke ukoresheje incamake y’ ico gice.

## KWINJIRA MW’ IDO N’ IDO
### Amabwirizwa n’ abahanuzi

Muri Bibiliya yose, turashobora kubona isano hagati y’ amabwirizwa n’ abahanuzi. Igihe Abisirayeli bakurikiza ivy’ Imana ibasaba, bakemera inama zayo, kandi bakubahiriza amabwirizwa yayo, yaca ivugana nabo biciye mu bahanuzi. Ariko, igihe baba bayihaye umugongo, yaca ireka kubaha ingabire y’ ubuhanuzi (Nehemiya 9:26; Gucura intimba 2: 9; Ezekiyeli. 7:26). Salomo yaravuze ivy’ iyi mpamvu n’ ingaruka zayo mu Migani 29:18: “Iyo hatar’ uguhishurirwa, abantu bigira uko bagomba”. Ijambo "uguhishurirwa" riboneka hano ryerekeza kw’ iyerekwa ryahawe abahanuzi (impano y’ ubuhanuzi). Igice ca kabiri c’umurongo cerekana isano rikomeye riri hagati yo kubahiriza amabwirizwa no kwakira iyerekwa rya gihanuzi. Ivyahishuriwe Yohana 12:17 haremeza ingingo ngenderwako y’ uko kubahiriza amabwirizwa n’ igikorwa guhanura bijana kandi ari na vyo mico ibiri y’ umwihariko iranga amasigarira yavuzwe ngo kwitondera amabwirizwa y’ Imana no kugira ibishingira intahe Yesu, ico twiga inyuma y’ ivyo ni kuvugishwa na Mpwemu (Ivyah. 19:10).

Turavye mu gihe ca kera, turashobora kubona iri sano mu myaka amajana atatu canke ane yo mw’ Isezerano rya Kera, igihe ata muhanuzi yabonetse mub’ Isirayeli. Impano y’ ubuhanuzi yagaruwe kuri Yohana Umubatiza akaba n’ intumwa, ariko inyuma gato y’ urupfu rw’ intumwa Yohana (Uwanditse igitabo c’ Ivyahishuriwe Yohana), igihe ubupagani bwakwirakwira mw’ ishengero, duca tubona impano y’ ubuhanuzi ko yabuze guhera ico gihe kugeza hagati ya 1800. “Amabwirizwa y’ Imana n’ Impwemu y’ Ubuhanuzi birajana mu kuyobora no guhanura ishengero, kandi igihe cose ishengero ryabimenye rikwumvira amabwirizwa yayo, mpwemu y’ ubuhanuzi irarungikwa kuriyobora mu nzira y’ ukuri. Nk’uko ubutumwa bwa marayika wa gatatu bwavutse mw’isi, aribwo guhishurira ishengero amabwirizwa y’ Imana muburyo bwuzuye n’ inkomezi zayo, ingabire y’ ubuhanuzi nayo yaciye igaruka. Iyi ngabire yagize uruhara runini mu gukura no guteza imbere ubu butumwa” (*Loma Linda Messages*, p. 33). Si isanganya ko mu kuvumbura ukuri kw’ amabwirizwa y’ Imana, ari naho haziyemwo Isabato y’ umusi w’ indwi, no kugarura ingabire y’ ubuhanuzi vyabaye mu gihe kimwe; vyose biruzuzanya.

Imana yahamagaye abantu babiri inyuma y’ ivyabaye mu 1844, ariko Ellen White wenyene ni we yumviye umuhamagaro. Kubera ko yavuze umuco yari yarahawe kandi akomeza kwicisha bugufi mu gihe yabikora, Imana yamushinze iyerekwa n’ inshingano nyinshi. Ni we mwanditsi wa gatatu yashizwe mu ndimi nyinshi cane kw’ isi kandi ni we mwanditsi w’ umunyamerika n’ umugore yashizwe mu ndimi nyinshi cane mu bihe vyose. Yahawe amayerekwa arenga ibihumbi bibiri mu buzima bwiwe, ayo mayerekwa yavuyemwo ibitabo birenga mirongo ine n’ ibinyamakuru birenga ibihumbi bitanu. Ibi bikorwa vyiwe vyatanze umuti ku ngingo zinyuranye uhereye muri Bibiliya kugeza ku butware bw’ ishengero, mu vy’ amagara y’ abantu n’ itunganywa ry’ umutungo kandi bigera no mu nama zigirwa abakundanye no ku bubakanye no mu burezi.

Imana irajwe ishinga no kuyobora ishengero ryayo ryo mu kinjana ca 21 nk’ uko yabikoze mu bihe vyaheze. Reka buri muntu wese wo muri twebwe ashishikarire gukurikiza amabwiriza yose Imana yamaze kuduha kugira ngo dushobore guhabwa kwemera kuyoborwa kugera kure. Mu gihe tudashira mu ngiro ubumenyi dusanzwe dufise, bizogorana cane ko Imana ituyobora itwegeza imbere. Nk’uko Yesu yabivuze ati: “Ni mugende mugifise umuco, umwiza woye kubiriranirako” (Yohana 12:35).

**Ivyo kwandika**:

Garuka muri ico gisomwa wandikishije amaboko hanyuma wige iyo mirongo.

- [Ca umuzingi] ku majambo, imvugo, ivyiyumviro vyagiye bigarukwako
- [Ca akarongo] musi y’amajambo ahambaye kandi afise ico asobanura kuri wewe.
- [Shira akamenyetso k’umwampi] mu guhuza ijambo, imvugo ifitaniye isano n’ iyindi mvugo/ijambo

Fata ku mutwe umurongo wakunezereye cane. Subiramwo uwandike ahantu incuro nyinshi kugira uwufate ku mutwe.

Ni ibihe bintu mu buzima bwacu bituma Imana kuvugana natwe bigorana? Ni gute dushobora guhabwa ubundi buyobozi na Yo?

Ni ibihe bintu bibiri vy’ ingirakamaro vyerekana amasigarira mu Vyahishuriwe Yohana 12:17? Mbega kandi bikorana gute?

## GUTANGA INSIGURO
### Ikimenyetso cerekana umugwi wegukira Imana

Kwanka inyigisho z’ abahanuzi bose b’ iki gihe bitwa ko ari abemera Bibiliya ni ibintu bisanzwe bibera mw’ ishengero muri iki gihe. Ariko, Bibiliya irerekana neza ko Imana izongera kurungika ingabire y’ ubuhanuzi mu misi y’iherezo, rero kugira ngo ntiduhemukire Bibiliya dutegerezwa kugira ubumenyi buhagije bwo kumenya abahanuzi b’ ukuri bo mu bihe vya none. Yesu yaratwihanikirije ko mu misi y’ iherezo hazobaho abahanuzi benshi b’ ibinyoma (Matayo 24:11, 24). Nimba dushobora kwitegereza tukabona abahanuzi benshi b’ ibinyoma hamwe n’ abahanuzi bamwe b’ ukuri, ni nkenerwa canecane ko dukomeza kwitonda, twiteguye, tuniyumvira ku ngabire y’ ubuhanuzi no gushira ku munzane abahanuzi dukurikije ingingo ngenderwako z’ Ivyanditswe (1 Tes. 5: 19-21).

Ivyahishuriwe Yohana 12 ni igice kimwe gihanura neza kugaruka kw’ ingabire y’ ubuhanuzi mu misi y’ iherezo. Imbere y’ uko ingabire y’ ubuhanuzi iboneka ku murongo wa 17 (bayise ibishingira Yesu intahe), umurongo wa 14 utanguza igihe c’ imisi 1,260 (n’ubwo bigaragazwa mu majambo atandukanye, ni nkenerwa kumenya ko ibihe 3 n’ 1/2 bingana n’ imyaka 1,260 mu gihe ukoresheje ikirangamisi c’imisi 360). Iyo ushize mu bikorwa ingingo ngenderwako za Bibiliya zivuga ko umusi umwe ugereranya n’umwaka umwe (Guh. 14:34; Ezek. 4: 6), imisi y’ uburyo bwa gihanuzi 1260 igereranya imyaka 1260 isanzwe. Twumve ko iki gihe gitangura igihe Roma yari igitegeka nk’ igihugu gikomeye mu vya politike hagati y’ umwaka w’ 538 kugeza 1798 inyuma ya Yesu. Muri ico gihe, ishengero ryahuye n’ agahamo gakomeye. Abakiristo b’ ***Abaselite*** barishwe cane mu mazinga y’ Ubwongereza, Abawaldensi bahigwa mu buraruko bw’ Ubutaliyano, naho Abalbigensi barishwe cane mu bumanuko bw’ Ubufaransa. Iherezo ry’imyaka 1260 yo gutotezwa ryategerezwa guhitira rikurikirwa no guseruka kw’ ishengero ry’ amasigarira ryasiguwe ku murongo wa 17.

Umurongo wa 16 utanga aho icerekezo c’ aho ibiboneka ku murongo wa 17 bizobera, kuko ivuga ngo, "Isi itabara uwo mugore." Mu Vyahishuriwe Yohana vyose, amazi canke ikiyaga vyerekana ahantu haba abantu kandi hakaba n’ ibihugu n’ indimi vyashizweho (Ivyah 17:15). Mu 1798, aha havugwa hoba hariho ahitwa isi “ishaje” - Uburayi, Uburasirazuba bwo hagati, na Aziya. Isi ku murongo wa 16 rero igereranya ibinyuranye n’ iyi si yari ishaje, muri 1798 iyi nayo nta yindu ni Amerika. Muri kiriya gihe, Reta zunze ubumwe za Amerika zari zabaye isi y’ umwidegemvyo w’ amadini. Cari igihugu gito, kibamwo abantu benshi cane, kandi cashigikira cane iciyumviro co kudafatanya ivy’ amashengero na leta. Izi ngingo zishize hamwe zatanze ubuhungiro ku bakristo ibihumbi batotezwa hanyuma bag gahitamwo guhunga Uburayi.

Mu gihe tugeze ku murongo wa 17, tumaze guhabwa imico ibiri iranga abantu b' igihe c' iherezo: uwa mbere, wavutse inyuma ya 1798, naho uwa kabiri, uboneka ku mugabane w' isi. Ivyahishuriwe Yohana 12:17 hiyongerako kuri iyo mico, ivuga ko abazoba bari mu murwi w' amasigarira bazubahiriza amabwirizwa y' Imana kandi bavuge ibishingira Yesu intahe. Ivyahishuriwe Yohana 19:10 haratubwira ibintu bibiri vyerekeranye n' ibi bishingantahe: ica mbere, ni mpwemu y' ubuhanuzi, ica kabiri naco, n' uko iyi mpwemu y' ubuhanuzi yahawe "bene Data." Ivyahishuriwe Yohana 22: 9 hatubwira ko bene Data ari abahanuzi. Rero, duhurije iyi mirongo hamwe dushobora kubona ko ibishingira Yesu intahe ari Mpwemu y' ubuhanuzi canke ingabire y' ubuhanuzi yahawe abahanuzi. Tumaze kumenya ibi, turashobora guhabwa ivyizigiro ko mu Vyahishuriwe Yohana 12:17 herekana ko Imana izogira abantu b' amasigarira kw'isi bafise mpwemu y' ubuhanuzi kandi bakurikiza amabwirizwa yayo yose, harimwo n' Isabato. Imana yashize hejuru ibi mu gihe abantu bava mu mashengero menshi atandukanye bagakoranira hamwe bumva ko bafise icaha co kutitondera isabato kandi bakemera ingabire y' ubuhanuzi.

Iyi ngabire y' ubuhanuzi yiyerekanye biciye mu gikorwa ca Ellen G. White mu gihe c' imyaka mirongo irindwi. Nta kimenyetso cerekana ko yari umuhanuzi wa nyuma, kandi ntituzi nimba tuzogira uwundi atanga impanuro nk' izo yatanze canke afise iyindi mpwemu nk' iyiwe. Reka duhore turi maso mu gutandukanya ukuri n' ikinyoma kandi duhore twicisha bugufi mu gukurikiza ubuyobozi bw' Imana no kwumvira inama zayo.

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Uhejeje kwihweza ca gice cawe wandika na ya mirongo washirako akatuzo, mbega ni ibihe bintu bidasanzwe wabonye vya bimenyetso vyawe bitegerezwa kwerekeza ko muri rusangi?<br>Mbega ni ibihe bibazo bica bivyuka uhejeje kwiga iki gisomwa? Mbega ni ibihe bice bigoye?<br>Mbega ni iyihe yindi nyifato ngenderwako n' indunduro uca ubona?<br>Mbega dutegerezwa canke ntidukwiye gukekeranya ku bahanuzi? Kubera iki? |

## IVYO KUGENDEREZA

Mbega ni irihe sano iyi mirongo ikurikira ifitaniye n’ Ivyahishuriwe Yohana12:14–17?

Abahanuzi mu misi y’ iherezo:

- Ivyahishuriwe Yohana 19:10
- Ivyahishuriwe Yohana 22: 9
- Yoweli 2: 28-31
- Matayo 24:24
- 1 Ab’ i Korinto 1: 5-7

Abahanuzi mu gihe c’ Ishengero ryambere:

- Ivyakozwe n’ Intumwa 13:1
- Ivyakozwe n’ Intumwa 15:32
- Ivyakozwe n’ Intumwa 21:8, 9

Isano riri hagati y’ivyagezwe n’abahanuzi:

- Gucura intimba 2: 9
- Ezekiyeli 7:26

Igipimo c’ umuhanuzi:

- Gusubira mu Vyagezwe 18:21, 20
- Yesaya 8:20
- Yeremiya 28: 9
- 1Yohana 4: 1, 2

Ni iyihe yindi mirongo /ayandi masezerano biza mu bwenge bwawe usomye igisomwa c’ urufatiro?

**Ivyo kwandika:**

Subiramwo imirongo wafashe ku mutwe yo mu Vyahishuriwe Yohana 12:14–17.

## UBUTUMIRE
## Ibishingira Yesu intahe

Ivyahishuriwe Yohana 12:17 hifashishijwe imvugo, "ibishingira Yesu Kristo intahe," iyi mvugo iboneka incuro zine muri iki gitabo (1: 2, 9; 19:10; 20: 4) kandi ishobora guhindurwa muburyo bw' imvugo zibiri. Birashobora kuba ibishingantahe vyerekeranye na Yesu, bivuze ivyo abakristo bashingira intahe kuri Yesu, canke bishobora kuba ibishingira Yesu intahe, bivuze ivyo Yesu ubwiwe ashingira intahe kw' ishengero ryiwe akoresheje Ijambo ryiwe. Iyo turavye kuri buri jambo ryo muri aya tubona ko ijambo rikoreshwa mu Vyahishuriwe Yohana, ari ibishingirwa intahe na Yesu vyatanzwe na Yesu ubwiwe kw' ishengero ryiwe.

Mu Vyahishuriwe Yohana 1: 1, 2, imvugo ngo "Ibishingira Yesu intahe" isigura ngo ihishurwa Yesu yahaye intumwa Yohana ku mashengero ndwi yerekena ibintu "bigira bibeho vuba" (Ivyah 1: 1). Igitabo c' Ivyahishuriwe Yohana cerekana ivyiyumviro vya Kristo kuvyerekeranye na kazoza. Ivyahishuriwe Yohana 19:10 hagira hati, "abashingira intahe Yesu baba bavugishwa na Mpwemu." Abantu bakira uyu mpwemu y' ubuhanuzi muri uyu murongo ni "bene Data," ni ijambo Ivyahishuriwe Yohana hifashisha mu kuvuga abahanuzi (Ivyah 22: 9).

Mu yandi majambo, ibishingira Yesu intahe ni mpwemu y' ubuhanuzi yahawe abahanuzi. Ubutumwa bw' ubuhanuzi buha ishengero ishusho isiguritse y' ubwenge bwa Yesu, umutima wa Yesu, kandi bukabaha n' imigambi ya kazoza. Kwiga ivyanditswe vy' ubuhanuzi bizotera inyenyeri yo mu gaturuturu (Yesu) kumurikira mu mitima yacu (2 Petero 1:19). Biraboneka cane ko abantu bagerageza kwakira Yesu aboneka mu butumwa bwiza mugabo bakirengagiza Yesu aboneka mu Vyahishuriwe Yohana, ariko ni Yesu umwe mu butumwa bwiza no mu gitabo c' Ivyahishuriwe Yohana. Kurwanya Yesu aboneka mu Vyahishuriwe Yohana ni ukurwanya Yesu wo mu butumwa bwiza. Igitabo c' Ivyahishuriwe Yohana gikubiyemwo imico ya Yesu hamwe n' imigambi yiwe ya kazoza biciye mu bimenyetso vy' ubuhanuzi. Imvugo itangurira iki gitabo, "Ivyahishuriwe Yohana na Yesu Kristo," ntabwo yerekeza kuri Yesu kuwo ari we gusa ahubwo yerekana uburyo yiteguye gufasha ubwoko bwiwe guhangana n' ibibazo bitaranaza. Ivyahishuriwe Yohana ni igishingantahe ca Yesu kw' ishengero ryiwe kuvyerekeye inzira iri imbere yaryo.

Amasezerano yo mu Vyahishuriwe Yohana 12:17 avuga ko gushingira Yesu intahe bizoba ari bwo buzima bw' ishengero ryiwe ryo mu misi ya nyuma bidutera ivyizigiro ko Yesu atazigera asiga ubwoko bwiwe mu mwiza. Yatanze ingabire y' ubuhanuzi kugira ngo ishengero ryiwe ryo mu gihe c' iherezo rihangane n'ibibazo bikomeye ivyo n' abakurambere baryo batigeze bahura navyo. Ibishingira Yesu intahe vyaduherewe kutuyobora, kudushikana neza aho tubwirizwa kuba. Ivyahishuriwe

Yohana bidusezeranira ko Yesu azohereza ingabire y' ubuhanuzi kugira ngo afashe ubwoko bwiwe ngo bumenye ivyago vyo mu misi y' iherezo, ubwo ubwoko bw' Imana buzohura n' intambara ya nyuma izoba iri hagati yiciza n' ikibi. Nk' uko uwutwara ubwato ashobora kwinjira mumazi yo hasi cane kugira ngo ubwato bwiwe ntibuhure n'ibibuye bininibinini akongera akaja hejuru kurabira ubwato bwiwe ngo ntibugongane n' ubundi bwato birtyo akarengana amazi ateye ubwoba kandi akanayobora ubwato bwiwe kugera iyo buja, ni nako Yesu atanga ubuhanuzi kugira ngo ayobore neza ubwato nk' ikigereranyo c' ishengero kugira ngo rigere aho ribwirizwa kugera mu gihe yitegura kugaruka ubwa kabiri.

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Iyumvire ku gisomwa c' urufatiro hanyuma urabe aho Yesu ari.<br>Ni gute kuba Yesu yaduhaye Ibishingantahe vyiwe bigira ingaruka mu buryo dukora mu buzima bwacu bwa buri munsi?<br>Ni gute ubona Yesu ukundi canke ukongera kumubona bundi bushasha? |
| **Inyishu kw' isengesho:** |

## IVYO KWIHWEZA
### Iyerekwa rya mbere

Mu gihe iherezo ryegereje kandi igikorwa co gutanga imburi yanyuma kw' isi kikaguka, biba nkenerwa ko abemera ukuri kw' iki gihe batahura neza inkurikizi z' ibishinga intahe ivyo Imana yatanze biciye mu gikorwa c' ubutumwa bwa marayika wa gatatu guhera bugitangura kuvuga. Mu mpapuro zikurikira hatanzwe ibice bivuye muvyo nanditse mu myaka mirongo ine iheze, bijanye n' ivyo nagiye menya jewe ubwanje muri iki gikorwa kidasanzwe, kandi nkanerekana ivyo Imana yanyeretse bijanye na kamere n' akamaro k' ibishingantahe, uburyo bitangwa, n' uburyo bitegerezwa kwubahwa.

Ntivyatevye, inyuma y' igihe cashize mu 1844 niho nahawe iyerekwa ryambere. Nari nagendeye mushiki wanje nkunda wo muri Kristo, umutima wiwe wari uhuye n' uwanje; batanu bo muri twebwe, abagore bose, twari dupfukamye mu gacerere ku gicaniro c' umuryango. Mu gihe twariko turasenga, inkomezi z' Imana zaje kuri jewe nca numva meze nk'uko ntari narigeze ndavyumva. Nabaye nk' aho nkikijwe n' umuco, kandi ndiko ndaduga hejuru cane y' isi." (Ibishingira Intahe Ishengero 1:58.) Muri ico gihe, neretswe ivy' abizera barindiriye ukuza kwa Kristo, n' ingororano abizerwa bazoronka.

Mw'iyerekwa rya kabiri, ryakurikiye irya mbere, neretswe ibigeragezo vyari bindindiriye, kandi ko vyari inshingano zanje kuja kubwira abandi ivyo Imana yampishuriye. Yanyeretse ko ibikorwa vyanje bizohura n' ababirwanya mu buryo budasanzwe kandi ko umutima wanje uzokwuzura umubabaro, ariko ko ubuntu bw' Imana buhagije kugira ngo mbandanye muri vyose. Inyigisho z' iyerekwa rya kabiri zarambabaje cane, kuko zerekana inshingano zanje zo gusohoka mu bantu no kubwo kwerekana ukuri.

Ubwoba bumwe bwankandamiza ni uko ndamutse nubahirije umuhamagaro w' inshingano hanyuma ngasohoka mvuga ko ndi umwe mu batoneshwa b' Isumbavyose yanyizeye ikampa n' amayerekwa no guhishurira abantu, nategerezwa kwemera gushirwa hejuru bikamviramwo gukora icaha co kwiratira kuba hejuru y' abandi kandi ngashaka kujanwa kuri sitasiyo yategerezwa kuba ingana n' ubutware bwanje, nkishima ubwanje aho guhora nshima Imana. Ikiruta vyose ivyo bikamviramwo kubura ubugingo. Imbere yanje nari mfise ibibazo vyinshi nk'uko mwabisiguye aho haruguru, hanyuma umutima wanje ucika intege kubera ibigeragezo bigoye.

Ico gihe, nasavye ko nimba ntegerezwa kuja kuvuga ivyo Umwami yanyeretse, ntegerezwa kurindwa gushirwa hejuru mu buryo budakwiriye. Umumarayika yagize ati: "Amasengesho yawe yumviswe kandi azokwishurwa. Nimba iki kibi utinya kigutera ubwoba, ukuboko kw' Imana kuraramvuye kugira ngo kukigukize; mu bibazo uzohura navyo azokwiyegereza kandi akomeze ukwicisha bugufi kwawe. Tanga ubutumwa mu bugororotsi. Ihangane kugeza kw' iherezo, kandi uzorya ku giti c' ubugingo kandi uzonywa no ku mazi y' ubugingo." (Ellen G. White, *Testimonies to the Church*, vol. 5 [1882], 654, 655.)

**Ivyo kwandika:**

Inyuma yo kwiga iki gice co muri rino yinga, mbega ni ibihe bintu ubona ushobora gukurikiza ubwawe mu buzima bwawe?

Mbega ni hehe ivyo wize uzobikoresha? Mw' ishure, mu muryango, ku kazi hamwe no ku rusengero mu buzima bwawe rusangi?

Subira urabe kirya gice c' urufatiro. Mbega ni gute kijaniranye n' ivy' ubuzima bwawe muri iri yinga?

## GUSUZUMA UBUMENYI

Sabikanya ivyo wabonye mu murongo wo gufata ku mutwe wa rino yinga kandi ubandanye n' ubumenyi bwose wungutse, ivyo wabonye, ibibazo wagize (canke vyo mu mugwi wawe). Fata ibibazo vyo guhanahanirako ivyiyumviro n' abo musangiye umugwi.

Kuki Hazen Foss yanse umuhamagaro wiwe bimuviramwo kwankwa n' Imana? Ibi bitubwira iki ku buryo twokwitwara mu gihe Imana iduhamagariye gukora?

Ishengero ryokwifata gute uyu mu si mu gihe umwana w'imyaka cumi n' indwi yoba avuze ko afise ingabire y' ubuhanuzi?

Ni gute dushobora gushira ku munzane umuhanuzi kugirango tumenye nimba ari uw' ukuri canke ari uw' ibinyoma?

Ni iki twokwigira k'ukuba Ellen White yaranse kwemera umuhamagaro wiwe wo kuvugira ivyo yahanuriwe mu bantu benshi?

Ni uwuhe mugambi w' Imana mu kurungika impano y' ubuhanuzi ku bantu bayo bo mu misi y' iherezo?

Imana ntiyarungitse abahanuzi mu gihe ubwoko bwayo butaba buriko bukurikiza amabwirizwa yayo. Ibi bisigura iki ku buryo ikora n' uburyo itubona?

Gusubira mu vyagezwe 18:22 na Yeremiya 28: 9 hatwigisha iki kubijanye n' ubuhanuzi bw' umuhanuzi?

Ni gute dushobora kwirinda kwakira inama z' umuhanuzi iyo zemera imibereho yacu n' ukwizera kwacu?

Ni mu buhe buryo inyandiko z' umuhanuzi w' iki gihe, zitemewe n' amabwirizwa zishobora gukoreshwa nabi mw' ishengero?

Ni gute dushobora kumenya umuhanuzi w' ukuri dukoresheje Yesaya 8:20?

**Kugira ngo urabe amasanamu ajanye n' iki cigwa, koresha iyi miyoboro (link) iri aha hepfo:**

https://lineagejourney.com/video_episodes/9-hazen-foss-and-william-foy
https://lineagejourney.com/video_episodes/8-ellen-white-first-vision-and-call-to-ministry
0https://lineagejourney.com/video_episodes/41-from-vision-to-printed-page

# IYINGA RYA 5: INTAMBARA IHAMBAYE

Mw ijuru havyuka intambara. Mikayeli n' abamarayika biwe barwanya ca gisato: igisato kirwanana n' abamarayika baco. Ntibatsinda, kandi mw ijuru ahabo ntihaba hakiboneka. Ca gisato c' amahero kirakororwa, ni co ya nzoka ya mbere, yitwa Murwanizi, irindi ni Satani, ni co kizimiza abari kw isi bose, gikororerwa kw isi, abamarayika baco bakororanwa na co. Mw ijuru numva ijwi rirenga, riti Noneh' agakiza karashitse, gashikanye n' ubushobozi n' ubgami bg' Imana yacu n' ububasha bga Kristo wayo: kuk' Umurezi wa bene Data akororewe hasi, yahora abarega ku murango no mw ijoro imbere y' Imana yacu. Na bo bamunesheshe amaraso y' Umwagazi w' Intama n' ijambo ryo gushinga intahe kwabo, ntibakunda amagara yabo, ntibanka no gupfa.Ivyahishuriwe Yohana 12:7-11

## INTANGAMARARA
### Birenze uko tuvyumva

Icigwa c' impari zikomeye hagati ya Kristo na Satani kiriganje cane mu nyandiko za Bibiliya yose. Gutahura ko hari intambara hagati y'iciza n' ikibi itatanguriye aha kuri iyi si gusa ariko yahereye mw' ijuru biduha uburyo bwagutse bw'ububabare, agahinda, ibibazo, n' ingorane twama duhura navyo buri musi. Insiguro nyinshi z' intambara ihambaye ziravuguruzanya mu gusigura kuri ivyo bintu bidasigutse mu buzima bwacu. Turasanga iyi ntambara iri hagati y'iciza n' ikibi yahishuwe muri Bibiliya yose kandi turabona igenda iba muri kahise na kubu k' abantu. Bidatevye inyuma y' igihe c' ishengero rya kristo rya mbere, tubona ubupagani n'ubukristo vyinjira mu bihe vyinshi batari bahurijeko ari navyo vyatumye Bibiliya ihagarikwa burundu mu gihe c' umwiza w' ivya mpwemu.

Ivugurura ryatanguye gukuraho ibice vy' umwiza n' ivyari ivyitwa ko bizira vyazanywe n' abagabo nka John Wycliffe, John Huss, Jerome, Martin Luther, na John Wesley. Iyindi mirwi y' abizera n' Abawaldensi n' Abanabatiste bashigikiye inyigisho z' inkoramutima za Bibiliya kandi baratotejwe cane. Uyu mugozi w' amateka hamwe n'ibi bintu bitandukanye vya kahise vyabaye imwe mu ntangamarara yo mu mpera z' 1850 igihe Imana yaha Ellen White iyerekwa ryaje kuvamwo igitabo citwa *Intambara Ihambaye*.

Intumbero y' Intambara Ihambaye ni kwerekana inzira ducamwo no kudutahuza ukuri kwa Bibiliya. Stephen Hawking, umuhinga akomeye cane mu vya phsique w' i Cambridge, yanditse ngo abahinga mu vya siyansi dusabwa kumenya "inyigisho ya buri kintu" kandi n' ivya kera kugira ngo dushobore gutahura ibintu vyinshi vyo mw' itazanure ry' ikirere, "dukwiriye kugira ivyiyumviro vy' Imana" (*A Brief History of Time* [1998]). Umuhinga mu vya tewoloji w' umu Adventiste Herbert Douglas yanditse amwishura agira ati: "Abadventiste b' umusi w' indwi barabihawe kuko iciyumviro ico

arico cose kirimwo ingingo ngenderwako kiduha 'ivyiyumviro vy' Imana.' Ntabwo twabivumbuye; ahubwo twarabihawe. Ico nico twita icivugo gikuru" ("The Great Controversy Theme: What it Means to Adventists," in *Ministry Magazine* [2000], 5, 6).

**Ivyo kwandika**:

| |
|---|
| Koporora Ivyahishuriwe Yohana 12:7–11. Urashobora kandi kwandika ico gisomwa ukoresheje amajambo yawe bwite, canke ukoresheje incamake y' ico gice. |

## KWINJIRA MW' IDO N' IDO
### Mu gitero gikomeye

Imana yahaye Ellen White iyerekwa ku mpari zikomeye iri yerekwa ryamaze amasaha abiri, bari i Lovett's Grove, muri Leta ya Ohio mu gihe bari guhamba umwana. Bukeye, igihe yasubira muhira muri gali ya moshi (train) ari kumwe n' umugabo wiwe, Ellen White yarumvise ko hariho iyindi ngenzi itaboneka iri iruhande yabo. Yariyumvisemwo ko uyu muntu ameze ukuntu kudasanzwe ku buryo ukuri kuri we kudashobora kumenyekana. Kuri uwo musi, White n' umugabo wiwe barahagaze bataha mu rugo rw' incuti yabo yaba i Jackson, muri Leta ya Michigan kugira ngo bahagarike urugendo. Mu minota mike gusa bahageze, Ellen yumvise ibintu bidasanzwe, ubukanye burenze urugero ku ruhande rwiwe rw' iburyo n' umutima birtyo aca amugara (paralysie) ako kanya nyene. N'ubwo vyari ibirometero mirongo umunani gusa uvuye aho yaba, yaciye amenya neza ko atazongera kubona abana biwe. Abari aho baramusengeye cane hanyuma abasha gukomeza urugendo rwiwe i Battle Creek, muri Leta ya Michigan, aho yahavuye atangura kwandika buhoro buhoro ivyo yeretswe. Aha yashobora gusa kwandika urupapuro runwe gusa bigaca biba ngombwa ko aruhuka imisi itatu inyuma ya buri rupapuro, ariko mu nyuma yarahejeje iki gitabo.

Muri Ruheshi uwo mwaka, Ellen yakiriye umuco ku gitero yahuye naco mu rugo rwa Dan Palmer. Yanditse agira ati: "Neretswe mw' iyerekwa ko mu gitero cihuse cari cangabweko i Jackson, Satani yashaka kunyica… ariko abamarayika b' Imana bararungitswe ngo bantabare" (*Life Sketches*, [1915], 163). Inyandiko zambere zasohowe zivuye muri iri yerekwa zabonetse mu 1858 mu gitabo citwa Ingabire ya Mpwemu. Mu nyuma habonetse ibitabo bine vya Mpwemu y' ubuhanuzi, hiyongerako n' ibice bitanu vy' igitabo Amatati y' ibihe vyose (Conflicts of the Ages), *Intambara Ihambaye* naco kibona kuza ubwanyuma.

Ivyahishuriwe Yohana 12 haratanga incamake y' iyi ntambara, uhereye ku ntambara yabereye mw' ijuru, ukaza ku kugerageza kwica Yesu n' agahamo kakorewe ishengero mu myaka yo hagati y'ikinjana ca 5 na 15 (moyen-âge), bikazohezwa n' intambara ya inyuma yo kurwanya ishengero ry' amasigarira imbere y' uko Yesu

agaruka. Ibi birerekana neza ko Satani yakororewe kw' isi avuye mw' ijuru kandi ajana igice kinini c' abamarayika. Muri bo, nta n'umwe yifuza ko ivyaha vyabo vyerekanwa k'umugaragaro, kandi Satani na wenyene ni uko nyene. Ntashaka ko ukuri kubijanye no kugwa kwiwe n' uko yahoze bimenyekana, ibi biduha impamvu yagerageje kwica Ellen White imbere y' uko abishira mu nyandiko.

Igice ca mbere c' Ivyahishuriwe Yohana kivuga ku mashengero ndwi, ikimenyetso, n' inzamba mu gihe igice ca kabiri kirimwo ahanini intambara ya nyuma yo mu Ntambara Ihambaye. Igice ca 12, gitangura igice ca kabiri c' iki gitabo, gitanga incamake na kahise k' iyi ntambara. Imirongo ya 7–11 irahambaye cane kuko yerekana aho intambara yatanguriye, abaza imbere muri iyo ntambara, n'uburyo intsinzi mu ntambara izoboneka. Intambara Ihambaye yerekana ko inzira imwe rudende yo gukiza abanyavyaha irimwo ivyago vyinshi. Impamvu nyazo z' ubuhendanyi bwa Satani n'imico yuzuye ukuri no kugororoka y' Imana vyose ntibizosobanuka kugeza ku mperuka. Ariko Imana iremera abadatahura neza ivy' iyo ntambara. Irabihanganira, kandi ntiyanka kurindira, irazi ko ku mpera ya vyose izohanagura icaha.

**Ivyo kwandika**:

Garuka muri ico gisomwa wandikishije amaboko hanyuma wige iyo mirongo.
- [Ca umuzingi] ku majambo, imvugo, ivyiyumviro vyagiye bigarukwako
- [Ca akarongo] musi y' amajambo, imvugo ngirakamaro kandi afise ubusobanuro ku bwawe
- [Shira akamenyetso k'umwampi] mu guhuza ijambo, imvugo ifitaniye isano n' iyindi mvugo/ijambo

Fata ku mutwe umurongo wakunezereye cane. Subiramwo uwandike ahantu incuro nyinshi kugira uwufate ku mutwe.

Kuki wiyumvira ko Satani yagerageje gutwara ubuzima bwa Ellen White amaze kubona iyerekwa ku Ntambara ihambaye? Ni ukubera iki vyabaye kuri iri yerekwa atari irindi vyabayeko?

Ni gute dushobora kumenya ko Intambara ari nini kuruta uko tuvyibaza bihindura uko tubona ibibazo n' ibigeragezo dushobora bikanaduha kuvyihanganira?

## GUTANGA INSIGURO
## Intambara mw' ijuru

Mu Vyahishuriwe Yohana 12: 7, tubwirwa abarwanyi babiri b' ingirakamaro bari muri iyi ntambara ihambaye: Mikayeli n'ikiyoka. Ikiyoka kiza kumenyekana mu mirongo ibiri iri inyuma; citwa "inzoka ya mbere… Umurwanizi na Satani." Izina ryose yiswe hano risigura ibintu bitandukanye vya kamere yiwe n' uburyo akora. Mikayeli ni izina rya marayika mukuru akomeye mu ntambara agwana na Satani (Yuda 9). Umumarayika mukuru bisigura umutware canke igikomangoma c' abamarayika, naho Mikayeli rimwe na rimwe yitwa "igikomangoma gikomeye" (Dan. 12: 1). Turazi ko Yesu azogaruka kuri iyi si n' ijwi ry' umumarayika mukuru (Yohana 5:28, 29; 1 Tes. 4:16), turashobora kuvuga ko Mikayeli ari rimwe mu mazina menshi ya Yesu - atari ukubera ko ari umumarayika canke yaremye nk' ikiremwa, ariko bivuye ku kuntu ari Umuyobozi mukuru w' abamarayika.

Intambara yo mw' ijuru yatangujwe n' uko Satani yarwanya uburongozi, ubutware, n'imico y' Imana. Biribonekeza ko Imana itahise irimbura abatavuga rumwe nayo, iki naco ubwaco ni ikintu cerekana umuco wayo - Imana yihangana kandi iteba kuraka (Zab. 145: 8). Intambara hagati ya Mikayeli n' ikiyoka yarushijeho gukomera kugeza aho Satani n' abamarayika biwe birukanwa mw' ijuru.

Bibiliya ivuga ko Satani n' abamarayika biwe bakororewe kw' isi (Ivyah 12: 9), bituma intambara iva mw' ijuru yimukira kw' isi. Satani yongeye kugaba ibitero vyiwe kugira ngo ayinjizemwo ubwoko bw' Imana kandi "abarega ku murango no mw ijoro imbere y' Imana" (umurongo wa 10). Ibitero vyiwe vyari vyavuye ku muremyi hanyuma vyerekeza mu vyo yaremye. Gutera ububabare abana b' umuntu akenshi bibabaza abavyeyi gusumba mbere no kubutera abavyeyi ubwabo, kandi twumve ko na Satani arazi neza ako kababaro.

Umurongo wa 11 urerekana ibintu bitatu dushobora gukora kugira ngo turonke intsinzi muri iyi ntambara ibandanya kubaho: gusaba amaraso ya Yesu, kwibuka inkomezi z' ibishingantahe vyacu, kandi tukitegurira gutanga ubuzima bwacu mu gihe duhamagariwe kubikora. Amaraso ya Kristo nico kintu conyene gishobora guhongerera ivyaha vyacu. Mu gusaba amaraso yiwe, tuvuga ko yatsinze urupfu ubwayo. Kubwirana ivyo Imana yadukoreye bidufasha kubandanya twiyumvira gushima gusumvya kurazwa ishinga no kwuzuza ishengero mu buryo buboneka ariko ritagira imishikirano. Ntabwo twari dukwiye kubaho twigunze, ahubwo gira uruhara mu gikorwa gishimishije co kuganira n' umuryango wawe wo mu mpwemu. Kuba twiteguye gutanga ubuzima bwacu kubw' ubutumwa bwiza vyerekana ubwitange bwuzuye ku Mana. Iyo umuntu aha agaciro ukwizera (kwizera Imana) gusumba uko agaha ubuzima bwiwe, nta kintu cakorwa ngo kimubuze kwizera. Ubuzima bwacu kw' isi ni ubw' agaciro, ariko

dukwiriye gukunda ubuzima bwacu bw' ibihe vyose. Tubwirizwa kwama twiteguye kureka bumwe kugirango twunguke ubundi.

**Ivyo kwandika:**

Uhejeje kwihweza ca gice cawe wandika na ya mirongo washirako akatuzo, mbega ni ibihe bintu bidasanzwe wabonye vyabimenyetso vyawe bitegerezwa kwerekezako muri rusangi?

Mbega ni ibihe bibazo bica bivyuka uhejeje kwiga iki gisomwa? Mbega ni ibihe bice bigoye?

Mbega ni iyihe yindi nyifato ngenderwako n' indunduro uca ubona?

Uriyumvira ko abamarayika bari kumera bate iyo Imana ica irandura Satani mu guhana ukugarariza kwiwe?

Ni gute abanyavyaha bafise intege nke nkatwe bashobora kwizera gutsinda Satani?

## IVYO KUGENDEREZA

Mbega ni irihe sano iyi mirongo ikurikira ifitaniye na Ivyahishuriwe Yohana 12:7–11?

Satani n'ibitero vye ku Mana:
- Yesaya 14: 12-14
- Ezekiyeli 28: 12-18
- Itanguriro 3: 1-6
- Itanguriro 2: 15-17
- Yobu 1: 6–20

Kamere y' Imana:
- Gusubira mu Vyagezwe 32: 4
- 1Yohana 4:16

Ijwi rya Mikayeli umumarayika mukuru:
- Yuda 9
- 1 Abatesalonike 4:16, 17
- Yohana 5:28, 29

Ni iyihe yindi mirongo /ayandi masezerano biza mu bwenge bwawe usomye igisomwa c'urufatiro?

**Ivyo kwandika:**
Subiramwo imirongo wafashe ku mutwe yomu Vyahishuriwe Yohana 12:7–11.

## UBUTUMIRE

### Kwemera gukunda

Intandaro y'Intambara Ihambaye ni ikibazo ca kamere y' Imana. Satani yiyamirije ubutware bw' Imana kandi ayirega ko amabwirizwa yayo bitokunda ko yubahirizwa. Yavuze ko Imana irenganya kandi ko mu kurenganya kwayo yashizeho amabwirizwa ata muntu yoshobora kuyitondera. Benshi bibaza impamvu Imana itaciye irandura Satani igihe yagumuka mw' ijuru. Mbega Imana ntiyari gushobora kurinda itazanure ryose ububabare nk' ubu mu kurandura no kuzibiranya inkomoko y' iki kibazo imbere yuko abandi bafatwa mu mizana yaco?

Imana yifuza gukundwa no gusengwa, ntishaka ububasha. Nta na kimwe muri ivyo bintu gishobora gukorwa ku gahato. Imana ntishobora kuduhatira kuyikunda no kuyisenga nk'uko itari gushobora guhatira Satani kubikora. Urukundo nyarwo rubwirizwa kuba ihitamwo ry' umuntu kugiti ciwe, kandi amahitamwo ntashobora kubaho ata mvo. Umuntu wese yigeze gukurikira umuntu akunda uwundi yoshobora kumenya uko kwankwa bimeze, kandi ntakintu kibabaza cane nko kwangwa numuntu ukunda. Gukunda biba ku mpande zose; kandi ntibishoboka ko wotanga amahitamwo yo gukundwa utatanze amahitamwo yo kwankwaa mbere abantu bamwe ntibakurikirana ivy' urukundo kuko batinya kwankwa, kandi abantu benshi basanze gushaka gukundwa ari kwishura mu vyago. Imana yari izi inzira imwe yonyene yo kugira ngo ivyo yaremye vyose bibone ko urukundo rubibwe rushobora gutera imbere ibi yabikoze mu kurema ibiremwa bifise umwidengemvyo wo guhitamwo.

Nimba Imana yaremye abantu n' abamarayika badafise ubushobozi bwo guhitamwo, ikibi ntigishobora kubaho. Mw' isi idafise amahitamwo, nta mwanya wo guhitamwo nabi wohaba. Ariko ibintu nk'ibi navyo vyabuza urukundo, kuko urukundo rusaba umwidegemvyo. Imana yabwirizwa kwemerera Satani kugarariza no kwihitiramwo inzira yiwe kugira ngo abamarayika n' ibindi biremwa Imana yaremye babone ibintu bibiri: ica mbere, ko umugambi wa Satani yari amayeri yo kwishira hejuru, naho ica kabiri, ko n' ubwo amayeri ya Satani yasa nk'aho ari akantu gato, kw'iherezo rya vyose azoteza urupfu rw' amamiriyoni adaharurika harimwo na Yesu Kristo ubwiwe. Ivyo Satani avuga ku Mana n' ubuyobozi bwayo bisa n' uko vyoroheje. Imana ntiyari guhatira Satani kuyumwumvira, kandi Imana ntiyari gushoka imurandura kuko vyasa nk' aho ibirego vyiwe vyari ukuri. Ivyo Satani yavuga vyava ku mvo zo kwanka Imana n' ubutegetsi bwayo rero vyari ngombwa ko Imana ireka uwo murwanizi agakina umukino wiwe kugira ngo ivyaremwe vyose bitaguye bibone inkurikizi zuzuye zo kugarariza.

Satani yashaka kwagiriza Imana n' abayiyoboka, ariko Ivyahishuriwe Yohana 12:11 herekana ko dushobora gutsinda biciye mu maraso y' umwagazi w' Intama. Mu kubaho nk' umuntu hanyuma agapfa ku musaraba, Yesu yerekanye urukundo nyarwo

rw’ Imana. Umusaraba werekanye kandi urwanko rurenze urugero rwa Satani kugira ngo bose babibone. Itandukaniro ntirishobora kuba rinini! Yesu yicishije bugufi kandi ashirwa hejuru n’ Imana (Abafilipi 2: 5-11). Satani yishira hejuru kandi acishwa bugufi n’ Imana (Yesaya 14:12 - 14). Yesu yatanze ubuzima bwiwe kugirango yishure ikiguzi amabwirizwa yasaba, bityo yerekana ko amabwirizwa ashobora kwubahirizwa kandi ko Imana ari umutware agororotse kandi yuzuye urukundo. Uyu musi, nimba twizeye Imana, dushobora gutsinda Satani kuko Yesu yamaze kumutsinda kandi akaduha ku ngero y’ intsinzi yiwe.

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Iyumvire kuri gisomwa c’urufatiro hanyuma urabe aho Yesu ari.<br>Wiyumvira ko Imana ikemura gute ububabare bwose yiboneye ubu aribwo buryo bwo guhitamwo yaduhaye?<br>Ni gute ubona Yesu ukundi canke ukongera kumubona bundi bushasha? |
| **Inyishu kw’ isengesho:** |

## IVYO KWIHWEZA
## Urukundo rudahinduka rw’ Imana

Lusiferi yabanje kwibonekesha nk’ aho adakomeje ubuhendanyi bwiwe. Abamarayika atashoboye kwigarurira yabagirije ko batitaye ku nyungu z’ abandi bamarayika. Ivyo yabikora ku giti ce, yabigereka ku bamarayika batsimbataye ku Mana. Intumbero yiwe yari iyo gukoma mu nkokora imigambi y’ Imana yifashishije ingingo zuzuyemo ubuhendanyi. Mu buryo bworoshe akoresheje ubuhendanyi bwiwe yabivye ugukekeranya kuvyo Imana yavuze bisigutse, kugira ngo bibere amazinda abavyumvaga. Hanyuma ku bwo umwanya ukomeye Lusiferi yari yarahawe, vyatumye ivyo avuga bigira inkomezi zikomeye. Imana yarashobora gukoresha gusa uburyo buhuje n’ ukuri no gukiranuka. Satani wewe agakoresha ibinyuranye n’ ivyo Imana ikoresha - uburyarya n’ ubuhendanyi. Yari agendereye kugoreka ijambo ry’ Imana no kwerekana umugambi wayo uko utari, yemeza ko Imana itegekesha igitugu, kandi ko igihe isaba ibiremwa vyayo kuyubaha no kuyumvira, iba ishaka kwikuza ubwayo.

Nuko rero vyari ngombwa kwereka abo mw’ ijuru n’ abo mw’ isi yose ko ubutegetsi bw’ Imana butarenganya kandi ko n’ amabwirizwa yayo atunganye. Satani yerekana ko wewe ubwiwe ashaka kuzanira isi ikirushijeho kuba ciza, ariko imico nyakuri n’ umugambi vy’ uwo mwansi vyategerezwa kumenyekana no gutahurika kuri bose. Yategerezwa guhabwa igihe co kwiyerekana ubwiwe no gushira ahagaragara ibikorwa vyiwe vy’ ikibi.

Uko kutumvikana kwabaye mw’ ijuru Satani yakwagirije ubutegetsi bw’ Imana. Yavuze ko ibibi vyose bikomoka ku butegetsi bw’ Imana. Avuga kandi ko umugambi wiwe wari uwo kuvugurura amabwirizwa y’ Umuremyi. Nuko lmana iramureka ngo yerekane kamere y’ ivyo yiratana kandi anagaragaze uko yashaka guhindura amabwirizwa yayo. Ibikorwa vye ubwavyo ni vyo vyari bigiye kumucira urubanza. Satani yarakomeje kwemeza ko atigeze agarariza. Vyari ngombwa ko ivyaremwe vyose bibona umuhendanyi agashirwa ahabona akamenyekana.

N’ igihe Satani yari amaze gucibwa mw’ ijuru, Imana yo Nyenubwenge butagira akagero ntiyamuranduye. Nimba igikorwa gikoranywe urukundo gusa arico cemerwa n’ Imana, ukwumvira kw’ ivyaremwe vy’ Imana gutegerezwa kuba guturutse ku gutahura ubucamanza n’ ubugiraneza vyayo. Ababa mw’ ijuru no mw’ isi batari biteguye kumenya ingaruka canke uko icaha kiri, ntibari kubonera ubucamanza bw’ Imana mu kurandurwa kwa Satani. Iyo Satani aherako yakwa ubugingo bwiwe, bamwe bari gukorera Imana ku bwo kuyitinya aho kuyikorera babitewe n’ urukundo. Ingeso z’ umuhendanyi ntizari kuba zikuweho na gato canke ngo umutima w’ ubugarariji ube ukuweho burundu. Icari kugirira ijuru n’ isi akamaro, kwari ukureka Satani akabandanya umugambi wiwe, hanyuma ibirego arega ubutegetsi bw’ lmana bikamenyekana, bityo ubucamanza bw’ Imana n’ amabwirizwa yayo adahinduka ntibisubire na rimwe gukekeranywako.

Kwanka uburongozi kwa Satani kwategerezwa kubera ijuru n’ isi icigisho uko ibihe bizoha ibindi nk’ igishingantahe c’ iteka cerekana kamere y’ icaha n’ ingaruka zaco ziteye ubwoba. Gushira ku mugaragaro ubutegetsi bwa Satani, ingaruka zabwo ku bagabo n’ abagore, vyategerezwa kwerekana ico kwirengagiza ubuyobozi bw’ ijuru bivyara. Vyari icabona c’ uko igihe cose ubutegetsi bw’ Imana buriho, ivyaremwe vyose bitegerezwa kubugirirako imibereho myiza. Birtyo amateka y’ ubu bugarariji buteye ubwoba yategerezwa kuba uburinzi buhoraho ku vyaremwe vyose bitagira agasembwa, akaberaho kubarinda guhendwa bagacumura nk’ uburyo bwo kwica amabwirizwa, kubarinda gukora icaha, kandi no kubarinda gushikwako n’ igihano. (Ellen G. White, *Patriarchs and Prophets* [1890], 41, 42.)

**Ivyo kwandika**:

Inyuma yo kwiga iki gice co muri rino yinga, mbega ni ibihe bintu ubona ushobora gukurikiza ubwawe mu buzima bwawe?

Mbega ni hehe ivyo wize uzobikoresha? Mw’ ishure, mu muryango, ku kazi hamwe no ku rusengero mu buzima bwawe rusangi?

Subira urabe kirya gice c’ urufatiro. Mbega ni gute kijaniranye n’ ivy’ ubuzima bwawe mur’ iri yinga?

## GUSUZUMA UBUMENYI

Sabikanya ivyo wabonye mu murongo wo gufata ku mutwe wa rino yinga kandi ubandanye n' ubumenyi bwose wungutse, ivyo wabonye, ibibazo wagize (canke vyo mu mugwi wawe). Fata ibibazo vyo guhanahanirako ivyiyumviro n' abo musangiye umugwi.

Kuki urukundo rudashobora guhatwa?

Ni izihe mvo urukundo rusaba?

Kubera iki wiyumvira ko Satani yatsinze mu kutwemeza ko gukurikira Imana bidakenewe kandi kumukurikira ari umwidengemvyo? Kuki iki kinyoma kibeshwa benshi?

Ni mu buhe buryo dushobora kwumva ko imico y' Imana idatunganye mu gihe tutaratahura ivy' Intambara Ihambaye?

Ni kubera iki Satani yatumbereza ibirego vyiwe ku Mana gusa mu nyuma aza kubitumbereza no ku bana b' Imana?

Ni gute dushobora gutahura neza Intambara Ihambaye bikadutera kurushaho guhangana n' ibigeragezo duhura navyo buri musi muri ubu buzima?

Ni gute Ellen White yahuye n'ingorane nk'izo igihe yahabwa iyerekwa ry' intambara ikomeye vyongera kubona ubu butunwa ari ngirakamaro?

Ni gute umusaraba werekanira icarimwe imico nyayo y' Imana n'iya Satani?

Ni gute dushobora gutsinda Satani?

**Kugira ngo urabe amashusho kuri iki cigwa woshobora kurabira ku masanamu aboneka kuri izi mbuga:**

https://lineagejourney.com/video_episodes/20-the-great-controversy

## IYINGA RYA 6: RITUNGANIRIJWE GUKORA

Ikimenyetso gihambaye kiboneka mw ijuru: umugore yambaye izuba, ukwezi kwari musi y’ ibirenge vyiwe, mu mutwe yambaye igitsibo c’ inyenyeri cumi na zibiri: kandi yar’ akuriwe, atura akaborogo, kukw aramutswe, ababazwa n’ ibise. Mw ijuru haboneka ikindi kimenyetso, igisato c’ amahero gisa n’ ikibengebenge, gifise imitwe ndwi n’ amahembe cumi, no mu mitwe yaco cambaye imigara ndwi. Umurizo waco ukwega ikigira gatatu c’ inyenyeri zo kw ijuru, uzishiburira kw isi. Ico gisato gihagarara imbere y’ uwo mugore agira avyare, kugira ngo ni yavyara kirotse umwana wiwe. Avyara umwana w’ umuhungu, ni we azoragiza amahanga inkoni y’ icuma. Umwana wiwe arasahurwa, ajanwa ku Mana no ku ntebe yayo. Umugore ahungira mu bugararwa, ah’ afise ahantu yateguriwe n’ Imana, kugira ngo bamugaburirireyo imisi igihumbi n’ amajana abiri na mirongwitandatu. Mw ijuru havyuka intambara. Mikayeli n’ abamarayika biwe barwanya ca gisato: igisato kirwanana n’ abamarayika baco. Ntibatsinda, kandi mw ijuru ahabo ntihaba hakiboneka.

Ca gisato c’ amahero kirakororwa, ni co ya nzoka ya mbere, yitwa Murwanizi, irindi ni Satani, ni co kizimiza abari kw isi bose, gikororerwa kw isi, abamarayika baco bakororanwa na co. Mw ijuru numva ijwi rirenga, riti Noneh’ agakiza karashitse, gashikanye n’ ubushobozi n’ ubgami bg’ Imana yacu n’ ububasha bga Kristo wayo: kuk’ Umurezi wa bene Data akororewe hasi, yahora abarega ku murango no mw ijoro imbere y’ Imana yacu. Na bo bamuneshesheje amaraso y’ Umwagazi w’ Intama n’ ijambo ryo gushinga intahe kwabo, ntibakunda amagara yabo, ntibanka no gupfa. Nuko noneho munezerwe mwa majuru, namwe abayabamwo.

Ibara rizobonwa n’ isi n’ ikiyaga, kuk’ Umurwanizi yabamanukiye, ari n’ inzigo nyinshi, azi kw afise igihe gito. Kandi ca gisato, kibonye yuko gikororewe kw isi, gihiga wa mugore yavyaye umuhungu. Umugore ahabga amababa abiri y’ inkukuma nini, kugira ngw agurukire mu bugararwa ahantu hiwe, ah’ agaburirirwa igihe n’ ibihe n’ igice c’ igihe, arindwa ico kiyoka. Ico kiyoka gisendanisha amazi nk’ uruzi avuye mu kanwa kaco inyuma y’ uwo mugore kugira ngo kimutwaze uruzi. Isi itabara uwo mugore, yasamika akanwa kayo, imira uruzi ca gisato casendanishije. Ico gisato kigirira wa mugore inzigo, kirigira ngo kirwanye abo mu ruvyaro rwiwe basigaye, bitondera ivyagezwe n’ Imana kandi bafise ibishingira Yesu intahe. Ivyahishuriwe Yohana 12: 1-17

# INTANGAMARARA

## Gutunganya Ishengero

Ishengero ry' Abadventiste b' umusi w' indwi ntiryashizweho biciye mu nzira yoroshe. Ivugurura ryatanguye hakiri inzira ndende yo kumenya ukuri kwatakajwe mu gihe c' umwiza. Uku kurondera ukuri, buhorobuhoro kwagiye gutera imbere, kandi igihe Ivugurura ryagera kw' iherezo ryaryo mu mpera za 1700, inguvu nyinshi zo kuzana ubumenyi bushasha mu vya gikristo zimukiye muri Amerika. Abanyeshure biga Bibiliya bafise ishaka bava mu mashengero atandukanye ya gikristo batanguye guhurira hamwe bafise ivyizigiro vyo kuza kwa kabiri kwa Yesu mu myaka yo mu 1830. Mu myaka ya 1840 na 50, abakoranabushake b' Abadiventiste bambere batanze intambwe y' ingirakamaro y' inyigisho zahinduye amateka yacu kandi zisigura ubutumwa twebwe dukeneye. Muri kiriya gihe, rwari urugendo runini rwakorewe hamwe n' ubwoko bw' ukwizera kumwe hifashishijwe igitabo citwa *The Advent Review and Sabbath Herald*. Iki gitabo catanze iciyumviro gikomeye ku rugendo rushasha mu kumenyekanisha imyizerere no guhuza abizera.

Gusohora ibitabo vyari igice c' ingirakamaro c' abarindiriye ukugaruka kwa Kristo kandi baruhuka isabato. Bashinze ishirahamwe riteguwe mu buryo bwemewe n' amategeko, kuko vyari ngombwa ko ibitabo bisohorwa n' umugwi wemewe kandi ishengero ryari rikeneye uburyo bwo kubisohora kandi rikirinda kwandikisha umutungo waryo mw' izina ry' umuntu ku giti ciwe. Igihe Abadventiste bambere batangaza bashishikaye ubutumwa kandi bagakurikiza ubutumwa bahawe, babonye ko batoshobora gushira mu ngiro ivyo Imana yabahamagariye batabanje gushira ibintu ku murongo. Buhorobuhoro, hafashwe gahunda zo gutunganya no gushira ku murongo ibitabo vyabo n' amashengero yabo. Imyizerere y'ukuri yari ikeneye kubanza kwakirwa, hanyuma uburyo bwo gufasha ivugabutumwa no kubwira ubutumwa isi navyo birashirwaho.

Mu 1861, amashengero y' Abadventiste muri Michigan yishize hamwe ashinga intara mvugabutumwa ya mbere. Mu myaka mike yakurikiye, intara muvugabutumwa nyinshi zo muri ya New York leta zashinzwe no muri Ohio, Wisconsin, Iowa, na Minnesota. Ico gihe ni ho mu 1863, intara mvugabutumwa za Leta Zunze Ubumwe za Amerika zakoranye kugira ngo habeho Komferanse Jenerale y' Abadventiste b' umusi w' indwi, bategura iryo shengero mu nzego zitatu zisumbasumbana: Amashengero, Misiyoni (Conference), n' Inama Nkuru (Conférence Générale).

Imero n' indinganizo vy' Ishengero ry' Abadventiste vyatejwe imbere kuva mu 1863, ariko intumbero ikomeza kuba imwe: gukwirakwiza ubutumwa bwiza kw' isi yose. Muri iri yinga tuzoraba muri make intumbero n' imigambi y' ishengero ry' Imana mu gihe c' iherezo.

**Ivyo kwandika:**

Koporora Ivyahishuriwe Yohana 12. Urashobora kandi kwandika ico gisomwa ukoresheje amajambo yawe bwite, canke ukoresheje incamake y' ico gice.

-

-

KWINJIRA MW' IDO N' IDO

Umugore agororoka n' umugore atagororoka

Twaramaze kurabira hamwe Ivyahishuriwe Yohana 12 muvyo twize kuvyerekeranye n' Intambara ihambaye na mpwemu y' ubuhanuzi, ariko dusubiyemwo gato, turabona ko guseruka kw' ishengero kwo mu buryo bwa gihanuziishengero mu misi y' iherezo ari iyindi ngingo y' ingirakamaro. Kugira ngo dutahure iyi ngingo, tubeirizwa gusubira inyuma guhera kuba ku bizera ivya William Miller kugeza igihe abaporotestanti babonetse ku ncuro ya mbere.

Igihe abari bashaka impinduka bamenya ukuri gushingiye kuri Bibiliya, bumvise ko bategerezwa kwitandukanya na Ekiliziya Gatolika y' i Roma iyi nayo ikaba yari yo nkingi yonyene ikomeye y' umuryango w' uburayi uhereye mu myaka igihumbi yari iheze. Abaluteri, Abapresibiteri, Abangilikani, n' ayandi mashengero yiyonkoye kuri Ekiliziya Gatorika yashinzwe bivuye ku bizera bakurikiza ukuri bakura muri Bibiliya. Mu mpera z' imyaka yo mu 1700 no mu ntango z' 1800 benshi bahindukiriye Imana n' umutima wabo wose biciye mu nyandiko n' imihamagara y' abasiguzi bakomeye ba Bibiliya nka John Wesley (abayoboke biwe nibo bavuyemwo ishengero rya Metodiste) na George Whitfield. Iri vugurura, rizwi muri kahise k' ishengero nk' ikanguka rikomeye, ryaciriye inzira ivuka ry' umugwi w' Abadventiste mu myaka yo mu 1840 kandi n' ishingwa ry' Ishengero ry' Abadventiste b' umusi w' indwi mu 1860. Buri hindagurika ry' intwaro n' ubugorozi vyagenda bizana ukuri gushasha. Ivyahishuriwe Yohana 12 herekana ivyavumbuwe hakoresheje ibimenyetso vya gihanuzi no kwerekana inkomezi z' iterambere ry' ishengero ry' Imana biciye mu mateka. Harerekana kandi urufunguzo rw' ibimenyetso biranga ubwoko bw' Imana.

N'ubwo bose bafise uruhara runini ku misi y' iherezo, umugore atunganye aboneka mu Vyahishuriwe Yohana 12 arerekana itandukaniro rikomeye hagati yiwe n' umugore aboneka nka maraya wo mu gice ca 17. Umugore atunganye afise ubwenge, yambaye izuba, yambaye urugori rw' inyenyeri cumi na zibiri, kandi yari ahagaze ku kwezi (12: 1) mu gihe umugore agereranya maraya yari aborewe, yambaye ikanzu y' inyambarabami isa n' agahama, amabuye y' igiciro, igiciro aborewe n' amaraso kandi yari yanditswe mu gahanga ngo "Babuloni" , "Nyina w' abamaraya" (Ivyah 17: 4) , 5). Umugore maraya asambana n' abami bose bo mw' isi kandi yerekanywe agendera ku gikoko gitukura gifise imitwe indwi n' amahembe icumi (umurongo wa 2, 3).

Dusomye muri Bibiliya, tubona ko umugore yizewe agereranya ishengero rigororoka canke ubwoko bw' Imana (Yer 6: 2; 1 Kor. 11: 2; Abefeso 5: 20-27), umugore w' umu maraya nawe ahagararira ishengero ritagororoka ku Mana (Yer. 3: 1; Hos 1: 2). Tumaze gutahura ibi, tubona ko muVyahishuriwe Yohana, umugore atunganye ahagarariye ishengero ry' ukuri mu gihe umugore w'ubusambanyi agereranya ishengero ryashizweho n' abantu. Mu ndabo y' intambara ihambaye hagati ya Kristo na Satani, umwe ahagarariye ishengero Imana ikoresha mu kwamamaza ubutumwa bwayo bwa nyuma bw' ukuri buri mw' isi canke umurwi w' abantu uri kw' isi (Ivyah 14: 6) uwundi nawe yerekana uruhande ruriko abantu benshi bemeye kugira mu ruhendo rwo mu misi ya nyuma (Ivyah 13:13, 14).

Ivyahishuriwe Yohana 10, 12, na 14 ni ibice bitatu vy' ingirakamaro kandi twoshobora kwita imfunguruzo mu gusigura kahise, ubutumwa, kandi bikatugeza kw' ishengero ry' amasigarira. Ivyahishuriwe Yohana 10 herekana ubuhanuzi bw' ukuntu haserutse umugwi uhagarariye Imana, Ivyahishuriwe Yohana 12 herekana ivy' uyu murwi mu ntambara ihambaye kandi herekana ibimenyetso vy' ingirakamaro biranga aya masigarira, Ivyahishuriwe Yohana 14 naho havuga ubutumwa bwa nyuma ubwoko bw' Imana buzogeza kw' isi mu ntumbero yo kwitegurira ukugaruka kwa Yesu ( Ivyah 14: 6-12). Ibi bice vy' Ivyahishuriwe Yohana biduha imico itahuritse idufasha kumenya neza ubwoko bw' ishengero dutegerezwa kurondera.

**Ivyo kwandika:**

Garuka muri ico gisomwa wandikishije amaboko hanyuma wige iyo mirongo.
- [Ca umuzingi] kumajambo, imvugo, ivyiyumviro vyagiye bigarukwako
- [Ca akarongo] musi y' amajambo, imvugo ngirakamaro kandi afise ubusobanuro ku bwawe
- [Shira akamenyetso k'umwampi] mu guhuza ijambo, imvugo ifitaniye isano n' iyindi mvugo/ijambo

Fata ku mutwe umurongo wakunezereye cane. Subiramwo uwandike ahantu incuro nyinshi kugira uwufate ku mutwe.

Kubera iki wiyumvira ko amashengero akomeye yashinzwe mu gihe c' ivugurura ahagaze neza kandi ateye imbere? Twakuze dushigikira ishengero ryacu? Nimba arivyo, dushobora gute kuvyishura inyuma, kandi nimba atari vyo, twovyirinda dute?

Ni gute dushobora gukomeza kwicisha bugufi kandi tukirinda kurebamu yandi madini, imigwi ivugira Imana, n' ibindi mugihe turi mw' ishengero rifise kahise gakomeye n' indangamuntu nziza y' ubuhanuzi?

## GUTANGA INSIGURO
### Gusubiza uko vyahoze

Ivyahishuriwe Yohana 12 ni nkuru y' umugore yatsinze igisato cagize inzigo. Aha harerekana incamake ya kahise k' ishengero guhera kw' ivuka rya Kristo kugeza ku bizoba kw' iherezo harimwo igice co hagati kivuga imvo n' imvano y' intambara ihambaye hagati ya Kristo na Satani. Imirongo itanu itangura ivuga ishengero mu gihe caryo cambere kibangabanganywe no kuvuka kwa Kristo, umurongo wa gatandatu werekana igihe c' ubuhanuzi bw' imyaka 1,260 y' akarenganyo kari kuba kw' ishengero.

Igice ca 4 c' iki cigwa caraba cane mu gihe cavuzwe mu Vyahishuriwe Yohana 12: 6, 14 hamwe n' ico isi igereranya ku murongo wa 16. Dusa n' abiyibutsa, igihe umugore (canke ishengero) yahunga agatotezo yari yagiriwe guhera mu mwaka w' 538 kugeza 1798 inyuma y' ivuka rya Yesu. Isi yafashije uwo mugore yagereranya ubuhungiro aho abantu batotezwa bashobora kubona ubutabazi - ahantu nka Leta zunze ubumwe z' Amerika, igihugu cemerera abantu gusenga mu mwidengemvyo ata dini rihawe ubufasha na leta canke ngo leta irihe amabwirizwa. inyuma y' 1798 cabaye igihe co guseruka kw' amadini na cane cane muri Amerika ya ruguru. Kubera ko amadini yashobora kuvyuka atabangamiwe n' ugutotezwa, imirwi myinshi yarabayeho. Umwe muri yo wari umugwi w'abarindiriye ukugaruka kwa Kristo b' abamilerite, wahavuye uba Abadventiste b' abasabato (*Sabbatarian Adventism*) hanyuma uba Ishengero ry' Abadiventiste b' Umusi w' Indwi.

Intambara hagati y'umugore n' igisato igera ku guhangana kwa inyuma kuboneka kumurongo wa 17. Satani agirira inzigo umugore (ishengero) ahindukirira amasigarira yo mu ruvyaro rwiwe n' inzigo irenze urugero. "Ibisigaye" ni kuvuga igice canyuma c' ikintu kinini, ntaho kiba gitandukaniye n' ico gikomokako. Mw' ishengero rya mbere ari ryo nkomoko y' amasigarira riboneka mu gitabo c' Ivyakozwe n' Intumwa, tubona ibintu bibiri biriranga ku murongo wa 17: kubahiriza amabwirizwa y' Imana no kugira ibishingira Yesu intahe (Ivyo Yesuintahe ubwiwe ashingira intahe ubwiwe). Ishengero rya mbere ryarubahiriza amabwirizwa yose, harimwo n' Isabato, kandi bari bafise ingabire y' ubuhanuzi yabonetse mu bahanuzi benshi mu Vyakozwe n' Intumwa. Turabona kandi ko ishengero rya mbere ryayoborwe n' igikorwa co kugeza ubutumwa bwiza kw' isi yose (Ivyakozwe 1: 8). Ugushira hamwe kwa mbere kw' amashengero bwatuma bose bafatira hamwe ingingo (raba Ivyakozwe 15), kandi igitabo c' Ivyakozwe n' Intumwa hamwe n' izindi nyandiko zo mw' Isezerano Rishasha harimwo ibihe vyinshi vyerekana ko ishengero ry' ico gihe ryasangira ivyo rituze n' ubuyobozi ryahawe. Biciye mu nkomezi za Mpwemu Yera, amashengero yarakoranye cane kugirango yongere ubushobozi bw' ubumisiyoneri. Bafise imidhikirsno y' ukuri kwa kivandimwe muri Kristo, baja kuvuga ubutumwa ahantu hatoroshe, kandi bafise

abayobozi bakomeye bafise ubushake bwo kwiyaka n' ico bafise kugira ngo igikorwa gitere imbere.

Nimba abitwa amasigarira babwirizwa kumera nk' uko abo bakomokako bari bameze, dushobora kwitega ko amasigarira y' Imana basigaye bakurikiza amabwirizwa yose, bakagira ingabire y' ubuhanuzi, kandi gahunda zabo ni iz' ivugabutumwa. Abarongozi b' Abadventiste ba mbere babonye ko ari ngirakamaro gutunganya ishengero kugira ngo riteze imbere ivugabutumwa kw' isi.

**Ivyo kwandika:**

Uhejeje kwihweza ca gice cawe wandika naya mirongo washirako akatuzo, mbega ni ibihe bintu bidasanzwe wabonye vya bimenyetso vyawe bitegerezwa kwerekezako muri rusangi?
Mbega ni ibihe bibazo bica bivyuka uhejeje kwiga iki gisomwa? Mbega ni ibihe bice bigoye?
Mbega ni iyihe yindi nyifato ngenderwako n' indunduro uca ubona?
Ni ibihe bintu bindi vy' akaranga tubona mw' ishengero rya mbere dushobora kwitega kuzabona mw' ishengero risigaye?

## IVYO KUGENDEREZA

Mbega ni irihe sano iyi mirongo ikurikira ifitaniye na Ivyahishuriwe Yohana 12?

Abefeso 5: 22-30
1 Ab' i Korinto 12: 12-31
Ab' i Kolosayi 1:18
Yohana 10:16
Abefeso 2:20, 21
Yohana 17:21
Ivyakozwe 20: 28-30
Ivyahishuriwe Yohana 14: 6-12

Ni iyihe yindi mirongo /ayandi masezerano biza mu bwenge bwawe usomye igisomwa c' urufatiro?

**Ivyo kwandika:**
Subiramwo imirongo wafashe ku mutwe yo mu Vyahishuriwe Yohana 12.

## UBUTUMIRE

## Kugororoka no kwigira mu gihe co kuba mu bugararwa

Yesu afise uruhare runini mu Vyahishuriwe Yohana 12, avugwa ku murongo wa 4 n’ uwa 5 nk’ Umwana azotegeka amahanga yose akoresheje inkoni y’ icuma. Iyi mirongo isigura kandi ko ishengero rya mbere ariryo ryavyaye Yesu Kristo, urufatiro n’ inkingi y’ ubukristo. Turabona Yesu kandi mu bikorwa vyiwe ari kumwe n’ ishengero ryiwe. Umurongo wa 6 ni urutonde rw’ibintu bibiri vyakorewe umugore (ishengero) yahungiye mu bugararwa: Ubwa mbere, Imana yamuteguriye ikibanza mu bugararwa. Ibi vyerekana ko Imana ihora yitaye ku bantu bayo kandi no mu misi y’ umwiza yo gutotezwa no gukarirwa. Ica kabiri, Imana yamuhaye ivyo kurya mu gihe kingana n’ imyaka 1260 ari mu bugararwa. Imana yakomeje ishengero ryayo mu bihe bikomeye vy’ inzara yo mu mpwemu binyuze mw’ ijambo ryayo.

Ukuri kw’ ubugaragwa kuramenyerewe cane mu Nyandiko Zera. Mose ni we karorero, urupfunguruzo twofatirako mu gusigura ibi. Imana yamwigishije bukebuke yihanganye mu kiringo kingana n’ imyaka mirongo ine yamaze mu bugaragwa. Yari afise ibintu vyinshi yarize yari akeneye kwibagira yari afise kandi ibintu bishasha yari akeneye kwiga mbere yuko Imana imukoresha kugira ngo akure ubwoko bwa Isirayeli muri Egiputa. Igihe yamara igihe kitari gito atari mu bwami bwa Egiputa, Imana yari ishoboye kumwigisha. Abana ba Isirayeli babwirizwa kumara imyaka mirongo ine mu bugaragwa biga kwubaha Imana. Igihe bari mu bugaragwa, Imana yarabagaburiye buri musi ibifungurwa vy’ ibitangaza vyava mw’ ijuru. Mw’ Isezerano Rishasha, Pawulo nawe yaramaze kandi imyaka mike mu bugaragwa imbere yuko yitegura gukora igikorwa n’ ingendo zo kuvuga ubutumwa.

Mu bugaragwa ni ahantu habonekera umutekano hatagira intambara, ibi bikaduha umwanya wo kwiyumvira ku gusubira inyuma, canke kwitegura gukora igikorwa. Umugambi w’ Imana uwo ariwo wose, wemeje ko ubwoko bwayo bwakomejwe mu buryo buboneka mu myaka 1260 igihe bari mu bugaragwa kugira ngo bashobore kwiga ivyigwa vya mpwemu no gukura mu kwizera. Inyuma y’ iki gihe co kuba mu bugaragwa niho umugore wo mu Vyahishuriwe Yohana 12 afata izina ry’ amasigarira hanyuma avayo aja gutangaza ubutumwa bw’ iherezo.

Mbega Imana yoba yarakuzanye mu bintu bimeze nk’ ubugaragwa? Nimba arivyo, ntucike intege; Ifise imigambi yo kugutegurira gukora ivyiza. Imana yerekanye ubugororotsi bwayo kuri twebwe. Reka natwe tuyishure mu kuba abizerwa ku mugambi ifise mu buzima bwacu.

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Iyumvire ku gisomwa c' urufatiro hanyuma urabe aho Yesu ari.<br>Ni mu buhe buryo ivyo twabonye kuri Yesu mu bugararwa vyamuteguriye igikorwa kandi ni izihe nyigisho nk' ishengero dushobora kuvyigiraho?<br>Ni gute ubona Yesu ukundi canke ukongera kumubona bundi bushasha? |
| **Inyishu kw' isengesho:** |

## IVYO KWIHWEZA

### Umugambi Imana ifitiye ishengero ryayo

Ishengero ni umuhora washizweho n' Imana kubw' agakiza k' abantu. Ryateguriwe gukora igikorwa kandi inshingano yaryo ni ukugeza ubutumwa bwiza ku baba kw' isi. Kuva mw' itanguriro, umugambi w' Imana wari uko, binyuze mw' ishengero ryayo ababa kw' isi bari kwerekwa kamere yayo yose kandi n' uko yihagije. Abizera bagize Ishengero, abo yahamagaye ikabakura mu mwiza ikabageza mu muco wayo w' itangaza, bategerezwa kwerekana ubwiza bwayo. Ishengero ni ikigega c' ubutunzi bw' ubuntu bwa Kristo; kandi biciye mw' Ishengero, ukwiyerekana guheruka kandi kwuzuye kw' urukundo rw' Imana kuzomenyeshwa n' abatware b'abanyabushobozi b' ahantu ho mw' ijuru. Abanyefeso 3:10.

Ishengero ni igihome c' Imana, ni igisagara cayo c' ubuhungiro yashize kw' isi. Ubugizi bwa nabi ubwo ari bwo bwose bukorewe Ishengero ni ubuhemu ku waricunguje amaraso y' umwana wiwe w' ikinege. Kuva mw' itanguriro, abagororotsi bamye bari mw' Ishengero kw' isi. Buri gihe Uhoraho yaba yifitiye abarinzi batanga igishingantahe kizira amarabaga co mu gihe cabo. Aba barinzi batanze ubutumwa bw' imburi, kandi igihe bahamagarirwa kurambika ibirwanisho vyabo hasi, abandi barabandanya igikorwa. Imana yagiranye na bo isano rishingiye ku masezerano, ihuza Ishengero ryo kw' isi n' iryo mw' ijuru. Yarungitse abamarayika bayo kugira ngo bakorere Ishengero ryayo, kandi n' urupfu ntirwabashije gutsinda ubwoko bwayo.

Mu binjana vyinshi vy' itotezwa, kutumvirwa no kugiririrwa ishavu, Imana yakomeje Ishengero ryayo. Nta kintu na kimwe cariturumbukiye Imana itariteguje; nta nkomezi n' imwe yahagurukiye kurwanya igikorwa caryo, Imana itabanje kuyibona. Vyose vyabaye nk' uko yari yarabibonye mbere. Ntiyigeze itererana Ishengero ryayo, ahubwo yari yaravugiye mu buhanuzi ivyari kuzobaho, kandi ivyo Mpwemu wayo yahumekeye mu bahanuzi kugira ngo babivuge bitaraba, vyose vyarasohoye. Imigambi yayo yose izosohora. Amabwirizwa yayo yomatanye n' ingoma yayo, kandi nta

nkomezi y’ umubi ishobora kuyihangura. Ukuri kuravurwa kandi kukarindwa n’ Imana kandi kuzotsinda abakurwanya bose.

Mu gihe c’ umwiza mu vya Mpwemu, Ishengero ry’ Imana ryabaye nk’ umugwa wubatswe ku mpinga y’ umusozi. Uko ibihe vyagiye bikurikirana n’ ibisekuruza bigaha ibindi, inyigisho nzima zitangwa n’ ijuru zagumye zisakazwa mu mbibe z’ uwo mugwa. N’ubwo Ishengero ryigeze kuba riboneka nk’ iry’ intege nke, ni ryo kintu kimwe Imana ihozako ijisho ryayo mu buryo budasanzwe. Ni naho ubuntu bwayo bubonekera aho yishimira guhishurira inkomezi zayo zihindura imitima (Ellen G. White, *The Acts of the Apostles* [1911], 9, 11, 12.)

**Ivyo kwandika:**

Inyuma yo kwiga iki gice co muri rino yinga, mbega ni ibihe bintu ubona ushobora gukurikiza ubwawe mu buzima bwawe?

Mbega ni hehe ivyo wize uzobikoresha? Mw’ ishure, mu muryango, ku kazi hamwe no ku rusengero mu buzima bwawe rusangi?

Subira urabe kirya gice c’ urufatiro. Mbega ni gute kijaniranye n’ ivy’ ubuzima bwawe mur’ iri yinga?

## GUSUZUMA UBUMENYI

Sabikanya ivyo wabonye mu murongo wo gufata ku mutwe wa rino yinga kandi ubandanye n’ ubumenyi bwose wungutse, ivyo wabonye, ibibazo wagize (canke vyo mu mugwi wawe). Fata ibibazo vyo guhanahanirako ivyiyumviro n’ abo musangiye umugwi.

Ni irihe tandukaniro riri hagati y’ abagore baboneka mu Vyahishuriwe Yohana (igice ca 12 na 17)?

Kubera iki wiyumvira ko amabwirizwa n’ ingabire y’ ubuhanuzi ari ibimenyetso bibiri biranga Ivyahishuriwe Yohana 12:17? Ubona gute mu gihe wokwihitiramwo ikindi kintu?

Ni ibihe bintu biranga ishengero mu Vyakozwe n’ Intumwa twoba dukeneye kugarura?

Ni gute dushobora guhuza ukuntu benshi bapfuye mu myaka 1260 hamwe n’ isezerano Imana yahaye Ishengero ryayo muri iki gihe (Ivyah 12: 6, 14)?

Kuki Imana yerekeza abantu mu vyabereye mu bugaragwa?

Intumbero y’ ishengero ni iyihe?

Ni izihe nyungu ishengero ritari iry’ Imana rifise?

Ni izihe ngaruka zimwe zo kuba mw' ishengero ryo mw' isi ritari iry' Imana? Ni gute dushobora kurivamwo?

Ni mu buhe buryo dushobora gukomeza urugendo rw' ubutumwa bwiza ariko ntidukure mu mashengero yacu?

**Kugira ngo urabe amashusho kuri iki cigwa woshobora kurabira ku masanamu aboneka kuri uru rubuga:**
https://lineagejourney.com/video_episodes/52-the-sda-church-its-past-present-and-future

## IYINGA RY' 7: IKIGIRACUMI

Malachi 3:1–10

## INTANGAMARARA

### Icatumye igikorwa caguka binyarutse cane

Mu misi ya mbere yo kurindira Yesu (Adventisme), abayobozi bategerezwa kugira ingendo nyinshi bavuga ubutumwa kandi bakora ibikorwa ivyo ari vyo vyose bashobora kubona. Mu myaka ya mbere y' ubukwe bwabo, James na Ellen White bahuye n' ikibazo c' ubutunzi kuko batanze ibintu vyabo hafi ya vyose kugira ngo baterere mu kwandika ibitabu hamwe n' ibinyamakuru. James gupanga neza ivyuma inzira ya gari-ya-moshi canke kwahira ivyatsi akoresheje intoki ziwe kugira ngo abone amadorari make yo kubaho no kugura ibikoresho vyo gusohora inyandiko.

Ibifungurwa vyabo vyari bikeya cane. Ntibashobora kugura ibiraya canke amavuta. Ibiharage nivyo vyaboneka cane mu nzu yabo, ibi vyakoze ku mutima Uriah Smith, umwe mu bakoranabushake barenga icumi babana n' umuryango wa White i Rochester, muri New York, mu mwaka w' 1852. Ku myaka 20, Uriah Smith yahevye akazi kinjiza amafaranga menshi ariko katari kumworohereza mu bwitange bwiwe hanyuma yinjira mu mugwi atahembwa wafasha James White gutangaza inkuru zasohoka buri ndwi zibiri zitwa *Advent Review and Sabbath Herald*. Ibi vyari ibihe bigoye kubakoranabushake ba mbere bipfuza gukora badahembwa kuko baha agaciro ubutumwa bari batwaye kuruta ibindi vyose.

Hagati mu mwaka w' 1850, J.N. Andrew na J.N. Loughborough bimuriye imiryango yabo i Waukon, muri Iowa kugira ngo batangure gukwirakwiza ubutumwa bwiza mu miryango mishasha y' abantu batobato babayo, ariko inyuma gato yo kuhagera, bose bahagaritse gukora ibikorwa vyabo vya misi yose hanyuma bifashisha ibikorwa vy' amaboko kugira ngo batunge imiryango yabo. Aba bavugabutumwa baratangaye mu gihe c' imbeho nyinshi aho babona James na Ellen White bageze aho hantu mu buryo butari bwitezwe. Inyuma yo guhura na White n' abandi bakoranabushake bashaka ko imitima ikira, abo bantu biyongereye umwete wo

gusigura. Ivugabutumwa bwari ubuzima bugoye cane kuko nta muntu n’ umwe yari ahari yabafata mu mugongo biciye mu buryo bw’ amafaranga.

Mu 1859 ni bwo iryo shengero ryemeje ku mugaragaro umugambi wo kwitanga (uzwi kw’ izina rya “Sister Betsy”), ubu bwari uburyo bwatera umuntu wese gutanga uko umushamvu utashe. Nticari ikigiracumi c’ ivyo wungutse nk’ uko tumenyereye uyu musi kuko ikigiracumi nticigeze gishirwa mu bikorwa kugeza mu mwaka w’ 1878. Igihe umugambi wo gutanga ikigiracumi washirwa mu ngiro, ishengero ryaciye rikura vyihuse muri Amerika y’ uburaruko rikwira no ku yindi migabane. Imana yahaye umugisha icitegererezo co muri Bibiliya co gutanga kugira ngo dushigikire ubutumwa kw’ isi yose. Icigwa c’ iri yinga kizokomeza kitumenyesha impamvu zo gutanga ikigiracumi n’ amashikanwa mu buryo bwo gushigikira igikorwa c’ Imana n’ imigisha bitanga.

**Ivyo kwandika**:

| |
|---|
| Koporora Malaki 3:1–10. Urashobora kandi kwandika ico gisomwa ukoresheje amajambo yawe bwite, canke ukoresheje incamake y’ ico gice. |

## KWINJIRA MW’ IDO N’ IDO
## Indinganizo yo Kwitanga

Indinganizo ya Kwitanga, indinganizo y’ amashikanwa Abadventiste bakoresheje mu myaka ishika hafi mu mirongo ibiri ishengero rimaze gushingwa, yashingiye ahanini mu 1 Ab’ i Korinto 16: 2 na 2 Ab’ i Korinto 9: 5-7. J.N. Andrew, James White, na J.B. Frisbie bagize uruhara runini mu guteza imbere ubu buryo, bwategeka abagabo gushira hagati amasenti atanu na mirongo ibiri n’ atanu (amasenti ijana angana n’idorari rimwe), abagore bagashira ku giciro kiri hagati y’ amasenti abiri na icumi, n’ abafise ubutunzi bagashira ku rundi ruhande bakoresheje amasenti atanu kuri buri dorari 100 ry’ ubutunzi bari bafise. Aya mafaranga yari ayo gukoresha mu gukwirakwiza ubutumwa bw’ abamarayika batatu.

Ellen White yari ashigikiye uwo mugambi hanyuma yandika mu 1859 ko "mw’ ijuru hari indinganizo, kandi Imana yishimiye cane inkomezi z’ abantu bayo mu kugerageza kugendana n’ indinganizo zo mu bikorwa vyayo vyo kw’ isi. . . . Imana iyobora ubwoko bwayo mu nteguro yo gutunganya Indinganizo yo Kwitanga ”(*Testimonies for the Church*, vol. 1 [1855], 191). James White yateje imbere iyi ndinganizo mu bitabo yasohora kandi abantu barayinezererewe cane, ariko Imana yari igifise vyinshi vyo kwigisha ubwoko bwayo.

Mu 1876, D.M. Canright yasohoye ingingo zibiri mu nyandiko za *Advent Review and Sabbath Herald* yerekana ko muri Bibiliya Imana isaba ubwoko bwayo gutanga kimwe mw’icumi c’ivyo bungutse. Ingingo za Canright zashimikiye cane ku gihe Aburahamu n’ umuryango wiwe batanga ikigiracumi mw’ itanguriro n’ ukuntu ikigiracumi casabwa n’ amabwirizwa ya Mose (Itanguriro 14:20; 28:22; Abalewi 27: 30-32). Muri uwo mwaka, Komferanse Jenerale yakoranije inama idasanzwe kugira ngo bige kuri iki kibazo hanyuma babona ko batokwemera impinduka gusa ahubwo ko bategerezwa no gusohora inyandiko zitanga insiguro kuri iyi ngingo. James White, D.M. Canright, S.N. Haskell, J.N. Andrew, na Uriah Smith banditse ako gatabo, bigisha ko abizera bategerezwa gusubiza Imana 10 kw’ ijana vy’ amafaranga bakorera (kimwe mw’ icumi) bakabisubiza Imana kandi bagatanga n’ amashikanwa avuye ku mutima wabo atari hamwe na rya 10%.

Igice ca gatatu ca Malaki cagize uruhara runini ku cerekezo ishengero ryagize ku bijanye n’umugambi wo gufasha mu buryo bw’ amafaranga - Iyi ngingo iracatugirako ubwaku muri iki gihe cacu. Iki gice c’ ivyanditswe ni kimwe mu bitahuritse neza mu kwerekana akamaro ko gusubiza ikigiracumi n’ amashikanwa ku Mana no guhishura icaha cacu iyo twivye ubutunzi bw’ Imana. Irasezerana kandi imigisha ikomeye ku bantu b’ abizigirwa ku Mana kandi ishengero ryacu ryaragize umwimbu mwinshi guhera igihe ryatanguriye iki gikorwa. Gushira mu ngiro igikorwa ca Bibiliya mu gutanga ikigiracumi n’ amashikanwa vyongereye inguvu mu guteza imbere

ivugabutumwa kw' isi yose, kwamamaza ubutumwa bwiza, kurungika abamisiyoneri, no gushinga amashengero kw'isi yose. Uyu musi, abizera ubutumwa bw' Ishengero ry' Abadventiste b' Umusi w' Indwi bazoba abizigirwa mu kugarura ikigiracumi n' amashikanwa kugira ngo tubone igikorwa c' Imana gitera imbere.

Ubutumwa bwa Malaki ni ubutumire bwo kugaruka ku Mana mu gihe hari habonetse gusubira inyuma cane. Igitabo ca Malaki birashoboka cane ko canditswe inyuma ya 515 imbere ya Yesu mu gihe Ingoma y' Ubuperesi yari ikiri ku butegetsi. Malaki avuga ivy' urusengero n' imigenzo yarukorerwamwo, ibi vyerekana ko urusengero rwari rwarongeye kubakwa kandi barukoreramwo (Mal. 1: 7-10; 2:11; 3: 1). Malaki yerekanye ubuhemu bw' ubwoko bw' Imana muri iki gihe kandi anahamagarira abamwumva gusubira mu kugororoka ku bijanye no kwubaka ingo no gusenga ibigirwamana, kurya ibiturire kw' abaherezi, no kwambura Imana imbonankubone ikigiracumi n' amashikanwa. Nk' uko Imana yahora na ntaryo iha umugisha ubwoko bwayo mu gihe ca Malaki, ninako igishaka guha imigisha ubwoko bwayo uyu musi mu gihe tuzoba abizigirwa kuri Yo.

**Ivyo kwandika:**

Garuka muri ico gisomwa wandikishije amaboko hanyuma wige iyo mirongo
- [Ca umuzingi] ku majambo, imvugo, ivyiyumviro vyagiye bigarukwako
- [Ca akarongo] musi y' amajambo, imvugo ngirakamaro kandi afise ubusobanuro ku bwawe
- [Shira akamenyetso k'umwampi] mu guhuza ijambo, imvugo ifitaniye isano n' iyindi mvugo/ijambo

Fata ku mutwe umurongo wakunezereye cane. Subiramwo uwandike ahantu incuro nyinshi kugira uwufate ku mutwe.

Abadventiste b' Umusi w' Indwi bayobowe buhorobuhoro kuri Bibiliya mu kubona ukuri kw' ikigiracumi n' amashikanwa mu gihe c' imyaka ishika 20. Ibi bitwigisha iki kuvyerekeranye n' uburyo Imana iduhishurira ukuri?

## GUTANGA INSIGURO
## Igishingantahe co kugororokera Imana

Imana yaduhaye indinganizo yo gutanga ikigiracumi nk' ingabire. Ntabwo bitungisha kwizera kwacu gusa ahubwo binashigikira igikorwa c' Imana kw'isi. Ikigiracumi ni icera kandi ni ic' Imana; kutakigarura ni ukuyambura, kandi kwambura Imana bifise ingaruka mbi. Malaki 3: 8, biratahuritse neza twisunze ikibazo n' inyishu hatanga: Mbega umuntu yo kwambura Imana mukuyima ikigiracumi n' amashikanwa hanyuma akagenda amahoro? Oya, nta na gato.

Imana itubaza ukuri tuzi gusa (Ivyakozwe 17:30). Ukuri kuvyerekeye ikigiracumi gusubira mu bihe vya Aburahamu; Abisirayeli (abo Malaki yandikiye) ni ukuri bari bazi neza ivyerekeranye no gutanga. Niyo mpamvu Imana yabahamagaye mu buryo bushira neza ku mugaragaro, kuko bayambuye. Ariko rero, Abadventiste ba mbere ntibari bazi akamaro ko gutanga, bityo Imana ibemerera umwanya kugira ngo bakure mu gutahura uku kuri imbere yo kuvyagirizwa mu gihe boba babimenye ariko bakanka kubishira mu ngiro.

Malaki 3: 9 herekana ko kugunga Imana bivamwo umuvumo, uwo Abisirayeli bari bagira bavumwe (umurongo wa 11). izi mburi zikurikira isezerano riboneka ku murongo wa 10: mu gihe tubaye abizigirwa tukagarura ikigiracumi gikwiriye mu nzu y' Imana, izosuka umugisha mwinshi ku buryo tubura ikibanza gihagije co kuwakiriramwo wose.

Umurongo wa 12 ukomeza iri sezerano ryo ku murongo wa 10 ngo "Kand' amahanga yose azobita abanyehirwe." Imana ishaka ko abantu bayo baba igishingantahe c' ikigiracumi. Iyo tugaruriye Imana ikigiracumi n' amashikanwa tukamera nk' abatanze ubutunzi, nayo iduha imigisha myinshi, ivyo bikaba igishingantahe ku bandi. Ikigiracumi ntabwo ari ikintu dukora kugira ngo turonke ubutunzi bwinshi. Tubikora kuko dukunda Imana kandi tuzi ko ivyo dufise vyose ari ivyayo. Yaduhaye ububasha bwo gukora kandi iduha imigisha mu buryo butandukanye. Kugaruka ku murongo w' 10 kw' ijana ni uburyo bw' ukumenya vyoroshe ivyo Imana iduha mu buzima bwacu. Imana iduha imigisha kugira ngo dushobore guha abandi umugisha (Itang 12: 2). Gutanga ikigiracumi n'amashikanwa yo guteza imbere igikorwa c'Imana vyerekana ko dutanze imigisha Imana yaduhaye kubw'inyungu z'abandi. Kuba umwizigirwa mu gusubiza ikigiracumi no gutanga amashikanwa ni iyindi nzira yo kubaho ubuzima butarimwo kwikunda kandi buhesha Imana icubahiro.

Birashimishije kumenya ko bamwe mu badandaza bakomeye muri iki gihe bavuze ko iterambere ryabo rihagaze ku bwizigirwa bwabo mu gusubiza ikigiracumi. John D. Rockefeller, umutunzi w' amavuta azwi cane akaba yari n' umutunzi wa mbere kw' isi mu gihe ciwe kandi urugero rwo kuba umutunzi wambere rwamaze imyaka irenga 80 imbere ya 2021. Uyu yatangiye gutanga ikigiracumi igihe yari agikorera amadorari 3,50

ku ndwi. Abandi banyenganda batunze cane nka H.J. Heinz nyene ishirahamwe rya condiment, H.P. Crowell nyene Quaker Oats, J.L. yatwara Kraft Foods, F.W. Woolworth nyene Foot Locker, William Wrigley nyene WW Chewing gum, hamwe na William Colgate nyene Uruganda ruhingura wa muti w' amenyo hamwe n' isabune, abo bose bashize Imana imbere mu butunzi bwabo kandi batanga intahe ko ikigiracumi ari umugisha kuri bo n' urucuruza bashinze.

**Ivyo kwandika:**

Uhejeje kwihweza ca gice cawe wandika na ya mirongo washirako akatuzo, mbega ni ibihe bintu bidasanzwe wabonye vya bimenyetso vyawe bitegerezwa kwerekezako muri rusangi?

Mbega ni ibihe bibazo bica bivyuka uhejeje kwiga iki gisomwa? Mbega ni ibihe bice bigoye?

Mbega ni iyihe yindi nyifato ngenderwako n' indunduro uca ubona?

Igihe watanga ni gute Imana yaguhezagiye?

## IVYO KUGENDEREZA

Mbega ni irihe sano iyi mirongo ikurikira ifitaniye na Malachi 3:1–10?

Imigani 3: 9, 10
Abalewi 27:30, 32
Itanguriro 14: 18-20
Kubara 18:20, 21
Nehemiya 13: 10–13
Gusubira mu Vyagezwe 8:17, 18
Gusubira mu Vyagezwe 12: 5, 6
2 Ivyo ku Ngoma 31: 4-6, 12-16
1 Ab' i Korinto 9:13, 14
2 Ab' i Korinto 9: 7

Ni iyihe yindi mirongo /ayandi masezerano biza mu bwenge bwawe usomye igisomwa c' urufatiro?

**Ivyo kwandika**:
Subiramwo imirongo wafashe ku mutwe yo muri Malachi 3:1–10.

## UBUTUMIRE
### Inzira ihihumbi zo kubikora

Imana yaduhaye ubuzima bwayo ku musaraba; gusubiza 10 kw’ ijana vy’ ivyo twunguka n’ivyo bike dushobora kuyitura. Iyo dusigukiwe neza ikimazi ca Yesu, niko turushirizaho kumenya ko ingabire iyo ari yo yose dutanga ari nk’ ima ritoyi ry’ amazi ugereranije n’ inyanja y’ urukundo rw’ Imana yadukunze. Kandi uko tunywa ku rukundo rw’ Imana niko dushaka gutanga mu kurwishura. Yesu yasezeranye muri Matayo 6:33 ko ni twabanza kwitwararika Imana no kugororoka kwayo, Data wo mw’ ijuru azotwitwararika. Ic’ ingirakamaro ni kumenya ivyo dushira imbere kandi tugaharanira gushira Imana imbere.

Malaki 3 hasigura ku kintu c’ ingirakamaro kiranga imico y’ Imana gikunze kwirengagizwa: Icifuzo cayo co kwerekana inkomezi zayo mw’ izina ryacu. Dukunze kwibanda ku kwicisha bugufi kwa Kristo, kuboneka cane mu Vyanditswe Vyera, ariko hari uruhande rukomeye rw’ Imana rwishimira guha umugisha ubwoko bwayo mu buryo buboneka. 2 Ngoma 16: 9 hashigikira iki ciyumviro hagira ngo: "Inyonga z’ Uhoraho zinyuranganya mw isi yose hirya no hino, kugira ngo yerekane ububasha bgiwe bgo gutabara abafise imitima imutunganiye." Iyo dutanze ikigiracumi n’ amashikanwa, tuba duhaye Imana amahirwe yo gukora ibintu bitangaje mu buzima bwacu kandi ibi bizokuza ukwizera kwacu hanyuma tube ibishingantahe bikomeye ku bandi. Iyo twibitseko ibintu vyose, twambura Imana ibintu bibiri: ubutunzi bwayo, n’ amahirwe yayo yo kwiyerekana ko ikomeye biciye muri twebwe. Abadasubiza ikigiracumi n’ amashikanwa bafise icaha co kwambura Imana kabiri. Natwe ayo mahirwe turayiyaka mu gihe tutabaye abizigirwa mu gutanga kwacu, kuko tuzobura inkomezi zubaka ukwizera kandi Imana idusezeranira kutuyobora mu gihe tuyishize imbere.

Imana iduhamagarira kugerageza isezerano ryayo mu gusubiza ikigiracumi. Ni amahirwe yacu kuronka imigisha yayo mu gihe dusubize imwe mu migisha myinshi iduha hama dukoze ivyo igaca rero iduha iyindi migisha ku buryo tudashobora kuyakira kuko tutoronka aho tuyikwiza (Mal. 3:10). Ubu ntabwo ari ubutumwa bwiza ku bashaka kwiterera imbere mu vy’ ubutunzi no kuroranirwa kuko Imana ntiyigeze yerekana ubwoko bw’ imigisha izoduha. Muri Isirayeli, birashoboka ko yari kuba ari ivyimburwa vyinshi, ariko uyu musi, iyi migisha irashobora kuza mu buryo bwinshi. Ntabwo ivuga amafaranga gusa.

Ikibabaje, icifuzo c’ Imana co kuduha imigisha kenshi na kenshi kiruta icifuzo cacu co kuba abizigirwa kuri Yo. Malaki 3 herekana impamvu zibiri zo guha Imana: kuboneka kw’ ibitegerezwa kuba mu nzu y’ Imana, no kubona ubuntu n’umugisha w’ Imana ku batanga. Iyambere ni inyishu iboneka mu bintu bifadika naho iya inyuma ni inyishu y’ ivyo Imana izokora nko kutwitura. Mbega woba warigeze ugerageza ivyo

Imana yivugiye ko izokora? Mbega woba warigeze kugerageza hanyuma ukabona Imana yaje ikaguha imigisha mu buryo utoshobora kwiyumvira? Imana "ifise inzira igihumbi iduhamwo ivyo tutigeze tuniyumvira" (*Ellen White, The Ministry of Healing* [1905], 481). Nimba ikigiracumi ari ikintu gisanzwe mu buzima bwacu, kwakira imigisha navyo bizoba! Twese turazi muri Malaki 3: 2, 3 ko Yesu azogaruka kandi abo azojana mw' ijuru azoba ari abatunganijwe kandi bakezwa mu muriro ukabatunganya. Kugarura ikigiracumi gishitse ni uburyo bumwe Yesu akoresha mugutunganya imico yacu no kudutegurira kugaruka kwiwe.

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Iyumvire ku gisomwa ca mbere hanyuma urabe aho Yesu ari.<br>Ikimazi ca Yesu kitwigisha iki kuvyerekeranye no gutanga kw'ukuri?<br>Ni gute ubona Yesu ukundi canke ukongera kumubona bundi bushasha? |
| **Inyishu kw' isengesho:** |

## IVYO KWIHWEZA
## Igipimo co Gushima no Kudahemukira

Wubahishe Uhoraho ibintu vyawe, n' ivyeze vya mbere vy' ivyo wejeje vyose, niho ibigega vyawe bizuzura cane, n' ibintu vyawe vyose bizokwiyongera.

Iki canditswe cigisha ko Imana, nk' Uwutanga imigisha yacu yose, ifise nayo ico isaba kuri bose; ko aritwe twotangura kuyigarukanira ivyo twaronse cayo gikwiriye kugira ngo yemere ko tuyigira nyambere; kandi idusezeranira ko umugisha udasanzwe uzoza ku bantu bose bubaha iyi ngingo.

Hano hashizweho ingingo ngenderwako iboneka y' ukuntu Imana ikorana n'abantu. Uhoraho yashize abavyeyi bacu ba mbere mw' itongo rya Edeni. Yabakikuje ibintu vyari nkenerwa mu kubafasha mu munezero wabo, kandi Ibasaba ko bemera ko ariyo nyen' ibintu vyose. Mw' itongo rya Edeni Imana yabahaye ibiti vy' amoko yose biryoheye ijisho n' ibindi vyo kwihereza; ariko hagati muri vyo yashizeho igiti kindi. Ibindi vyose, Adamu na Eva bari bemerewe kubirya; ariko kuri ico giti kimwe Imana yaravuze iti: 'ntimuzokiryeko.' Ng'iki igipimo co gushima no kwubaha Imana.

"Umwami rero yaduhaye ubutunzi bw' agaciro bwo mw' ijuru biciye kwemera kuduha Yesu. Yaduhaye ibintu vyose bikenewe kugira ngo turonke umunezero. Ibicuruzwa vyinshi, ivyimburwa vyinshi, izahabu n' ifeza, vyose ni ivyayo. Amazu n' isi, ibifungurwa n' ivyo twambara, yabishije mu vyo abantu batunga. Aradusaba ko tumumenya nk' uwutanga ibintu vyose; Niyo mpamvu avuga ati: Mu vyo utunze vyose harimwo ikigiracumi canje, gitandukanye n' ivyo yaduhaye n' amashikanwa, vyose

bitegerezwa kuzanwa mu bubiko bwanje. Ng'urwo urutonde Imana yatanze rwo guteza imbere igikorwa c' ubutumwa bwiza.

"Umwami Yesu Kristo ubwiwe niwe yatanze ubuzima bwiwe mu gutabara buzima bw' ababa kw' isi, ni bwo hateguwe indinganizo yo gutanga. Uwavuye mu mazu y' ubwami, akarambika hasi icubahiro ciwe nk' umugabisha w' ingabo zo mw' ijuru, yambuye ubumana bwiwe yambara ubumuntu kugira ngo afashe ubwoko bwaguye mu ngorane; ku bwacu yabaye umukene kugira ngo twebwe mu bukene bwiwe dushobore kuba abakire, kandi ashobore kuvugana n' abantu, kandi mu bwenge bwiwe yababwiye umugambi wiwe wo kubandanya batanga ubutumwa bwiwe kw'isi. (Ellen White, *Counsels on Stewardship* [1940], 65, 66.)

**Ivyo kwandika:**

Inyuma yo kwiga iki gice co muri rino yinga, mbega ni ibihe bintu ubona ushobora gukurikiza ubwawe mu buzima bwawe?
Mbega ni hehe ivyo wize uzobikoresha? Mw' ishure, mu muryango, ku kazi hamwe no ku rusengero mu buzima bwawe rusangi?

Subira urabe kirya gice c' urufatiro. Mbega ni gute kijaniranye n' ivy' ubuzima bwawe muri iri yinga?

## GUSUZUMA UBUMENYI

Sabikanya ivyo wabonye mu murongo wo gufata ku mutwe wa rino yinga kandi ubandanye n' ubumenyi bwose wungutse, ivyo wabonye, ibibazo wagize (canke vyo mu mugwi wawe). Fata ibibazo vyo guhanahanako ivyiyumviro n' abo musangiye umugwi.

Imana yarindiriye yihanganye ko urugendo rwacu rwo rwakira ukuri n' inzira zo gukora zitandukanye n' uko twakora kera ruhinduka. Ibi bitwigisha iki kubijanye n' uko twogenza abandi bari muri urwo rugendo?

Mbega woba wiyumvira ko kuba abantu bake cane aribo batanga ikigiracumi buri gihe ko ata gihano kizohabwa abatakigarura kuko bariko bambura Imana?

Mbega vyagenze gute igihe ishengero ryahaguruka rigatanga ikigiracumi n' amashikanwa? Vyagize izihe ngaruka mw' ivugabutumwa ry' ishengero rya mbere?

Ishengero ry'Abadventiste b'Umusi w'Indwi riregeranya ikigiracumi guhera kw' ishengero ry' intango ariko rikagabura haba muri Iniyo, Diviziyo kandi no kw' isi yose. Ni izihe nyungu canke ubuhombe biri muri iyi ndinganizo ugereranije no mu gihe ayo mafaranga yoguma aho kw' iryo shengero?

Ni ukubera iki rimwe na rimwe Imana igira ivyo isaba kugira ngo iduhe imigisha yayo?

Kuki Imana ikomeza kuduhimiriza kugarura ikigiracumi n’ amashikanwa bishitse, tutitaye ku buryo bikoreshwa n’ ababishinzwe?

Mbega turashobora kubandanya tubona imigisha y’ Imana mu gutanga ikigiracumi n’ubwo tutoba twubaha Imana mu bindi bice vy’ ubuzima bwacu? Kubera iki uvyemera canke ubihakana?

Ni mu buhe buryo dushobora gutsinda ivyiyumviro vy’ uko amafaranga yacu yose ari ayacu kandi dushobora guhitamwo ico tuyamaza?

Ni ubuhe bundi buryo duhura n’ ingaruka zo kugunga Imana ikigira cumi n’ amashikanwa?

Ni ubuhe buryo bundi Imana ibabara iyo ubwacu tuba turiko turayigunga ikigiracumi n’ amashikanwa?

## IYINGA RY' 8: UBUTUMWA BW' UBUZIMA

Nuko bene Data, ndabahanura kubg' imbabazi z' Imana, ngo mutange imibiri yanyu ibe ibimazi bizima vyera, bihimbara Imana, ni kwo kuyikorera kwanyu kwogira ikimazi. Ntimushushanywe n' ivy' iki gihe, yamara muhinduke rwose, mugize imitima misha, kugira ngo mumenye neza ivy' Imana igomba, ni vyo vyiza bishimwa, bitunganye rwose.Abaroma 12:1-2

## INTANGAMARARA

### Ubuzima bwiza

Abadventiste b' Umusi w' Indwi muri iki gihe biravurwa ko baramba kurusha abandi hagati y' imyaka itandatu kugeza ku munani kurenza abandi bantu muri rusange kandi tugira igitiri kiri hasi mu gufatwa n' indwara zisinzikaje abantu cane nk' umutima na diabete. Akarorero kamwe gakunda kuvugwa mu kwerekana ibi ni Loma Linda, igisagara co muri Californiya aho igitiri nyamwinshi c' abahaba ari Abadventiste. Ikinyamakuru National Geographic hamwe n' ibindi binyamakuru bizwi cane vyatanze icegeranyo ku bushakashatsi bwakozwe aho berekanye ko Loma Linda ari ico twokwita "akarere k' ubururu," (blue zone) kuko ahantu abantu benshi basanzwe babaho igihe kirenga kuc' abandi babaho- imyaka mirongo irindwi canke mirongo umunani.

Imfungurwa nziza n' ubuzima ntabwo vyagirwa nyambere ku badiventiste bambere kuko bitwararika cane gushinga ishengero nk' umuryango wemewe n' amabwirizwa, kwiga ubuhanuzi bwa Daniyeli n' Ivyahishuriwe Yohana, no kumenyesha ko Yesu azogaruka. Ariko, hariho abantu bake bari muri uwo mugwi bari basa nk' abatahuye akamaro ko kurinda ubuzima mu buryo busanzwe, bishike ko uwamenyekanye muri bo ni Joseph Bates kuko wewe, yaretse kunywa inzoga burundu mu 1821 naho mu 1827 naho yafashije gutunganya imwe mu miryango ya mbere yo muri Amerika abigisha uko bokwitungira amagara yabo. Munyuma yarahagaritse no kurya inyama, marugarine, iforomaje, amavuta, hamwe n'udukate tw'ubwoko bwinshi kugira ngo ashigikire umugambi wo kwirinda hakoreshejwe ibimera. Guhitamwo infungurwa nziza vyari ivy' ingirakamaro mu gihe cabo.

Ubuvuzi bwo muri ico gihe bwari bwiza cane. Ubuvuzi bwatorwa ku bintu bitobito kandi mu buryo budateye imbere. Abantu bo muri ico gihe ntibari bazi ikibatera indwara nyinshi canke uko bazandura, kandi abenshi bo muri ico gihe bavugwa mu buryo ubu twovuga ko bwababatera ibibazo cane. Nk'uko Imana yari yakoze n' ibindi, no ngaha yayoboye ishengero ryayo mu bwizigirwa ntangere ibereka uburyo dutegerezwa gufata imibiri yacu, kandi yagiriyeko idufasha gutahura imvo y' icigwa co kwitungira amagara.

Muri iri yinga, tuzorabira hamwe uburyo ibwirizwa riboneka mu Baroma ryo "gutanga imibiri yacu nk' ikimazi kizima" (12: 1); rifitanye isano no kubaho neza mu mubiri no mu vya Mpwemu.

**Ivyo kwandika**:

| |
|---|
| Koporora Abaroma 12:1, 2. Urashobora kandi kwandika ico gisomwa ukoresheje amajambo yawe bwite, canke ukoresheje incamake y' ico gice. |

## KWINJIRA MW' IDO N' IDO
### Ubuzima bwirinda

Abaroma 12: 1 havuga ingingo y' ingirakamaro ko imibiri yacu itegerezwa gutangwa nk' ikimazi cera, kizima ku Mana iyi niyo ingingo Abadventiste ba mbere batanguye gutahura buhorobuhoro inyuma y' imyaka nka mirongo ibiri babayeho. Abizera bemeye umuco wo kwirinda inzoga n' itabi mu myaka yo mu 1840 na 50 aha hari hakiri kare cane mu mateka y' ishengero. Nta muntu n'umwe yokwipfuza guhura na Kristo yaborewe, kandi kunywa itabi bica intege ubuzima hamwe n'impamvu zo kugororoka biciye mu mafaranga. Mu myaka yo mu 1850, abantu benshi babonye umuhamagaro wa Ellen White hamwe n' imigwi mitomito y' abizera bagize ivugurura ry' ubuzima, ariko ntivyari bwagere mu muryango wose.

1863 wari umwaka udasanzwe ku badiventiste b'Umusi w'Indwi. Mu ntango z' uyu mwaka, bari barigaragaje nk' idini, kandi muri Ruheshi, Ellen White yagize iyerekwa ry' iminota mirongo ine n' itanu ku bijanye n' ivugurura ry' ubuzima mu gihe wewe n' umugabo wiwe bari bacumbitse mu nzu kwa Hillard i Otsego, muri Leta ya Michigan. Ufatiye kw' iyerekwa ryabanje, inkuru yakiriye ntiyari nshasha cane mu muryango, kuko abandi bari barayivuzeko vyinshi. Ellen White yabonye ko ingingo yo kwirinda yagutse cane kuruta guheba inzoga gusa harimwo no gukora imyimenyerezo ngororamubiri no gufungura neza. Yeretswe ivyiza vyo gukora imyimenyerezo ngororamubiri isanzwe, guhema impwemu nziza, kuruhuka, izuba, n' amazi, anabona ko imfungurwa zifatiye ku bimera ari ingirakamaro cane.

Ellen White yatanguye gusigura ku mugaragaro mu makoraniro yo mu nsago ivyo yabonye muri iri yerekwa, ariko inyuma y' umwaka ni ho yanditse incamake yuzuye y' iri yerekwa mu gice ciswe "Ubuzima" mu gitabo ca kane c' igitabo Impano za Mpwemu (120–150). Igihe izi nyandiko zabwirwa abizera, vyabaye nkenerwa ko batandukanya ivyari ibikorwa vyiza n'ivyo Bibiliya yigisha. Kuberako ishengero ryacu ari ishengero riri kw' isi yose kandi Bibiliya ikaba ari imwe, ingingo z' ubutumwa bw' amagara meza zigenda zitandukana bivanye n' imico n' ahantu. Naho Ishengero ry' Abadventiste b'Umusi w'Indwi muri iki gihe ryigisha ko kubaho turya ibimera bitera kugira ubuzima bwiza, ntiritegeka abizera baryo bose kuba abarya ibimera gusa. Ahubwo, ritegeka abizera gukurikiza umurongo wa Bibiliya kuvyerekeranye n' inyama

zidahumanye n'izihumanye zashizweho inyuma y' umwuzure kandi izidahumanye zikemererwa kuribwa biciye mu mabwirizwa ya Mose.

Kugira ihinduka mu buzima bwacu vyerekana ukubaho kwa Mpwemu Yera mu buzima bwacu. Inyandiko zose za Pawulo zirimwo inyigisho zo mu buryo bw' impwemu hamwe n'inyigisho zo mu buryo bw' umubiri. Pawulo yandikiye Abaroma nk' icete yandikiye ishengero ry' i Roma igihe yari yagiye i Korinto mu rugendo rwiwe rwa gatatu rw' ivugabutumwa aho naho yahamaze amezi atatu. Iki gitabo cigisha inyigisho nini, z' ingirakamaro nko kwezwa kubwo kwizera, gutsindanishirizwa kubwo kwizera, no kugororoka kubwo kwizera. Igice ca 12 cerekana ukuntu ibintu biva mu vya mpwemu vyinjira mu buryo buboneka mu bikorwa vy' abizera bakora mu buzima bwa buri musi. Pawulo yizera adakekeranya ko inyishu yumvikana, inyuma y' ibice icumi na kimwe vyo kwiga ibijanye n' ivya mpwemu mu vyo kugororoka kubwo kwizera, yerekanye uko abizera batanga ubuzima bwabo nk' ikimazi c' igikorwa bakorera Imana.

**Ivyo kwandika:**

Garuka muri ico gisomwa wandikishije amaboko hanyuma wige iyo mirongo.
- [Ca umuzingi] kumajambo, imvugo, ivyiyumviro vyagiye bigarukwako
- [Ca akarongo] musi y' amajambo, imvugo ngirakamaro kandi afise ubusobanuro ku bwawe
- [Shira akamenyetso k'umwampi] mu guhuza ijambo, imvugo ifitaniye isano n' iyindi mvugo/ijambo

Fata ku mutwe umurongo wakunezereye cane. Subiramwo uwandike ahantu incuro nyinshi kugira uwufate ku mutwe.

Kuki wiyumvira ko abakristo benshi babaho nk' aho ubuzima bw' umubiri budafise aho buhuriye no kuba umukristo w' ukuri?

Bisigura iki kuba ikimazi kizima?

# GUTANGA INSIGURO

## Gutanga ubuzima bwose

Abaroma 12: 1 ni hamwe mu hantu henshi mu nyandiko ziwe aho Pawulo yashize akatuzo ku ciyumviro c' uko imibiri yacu atari iyacu bwite. Yahamagariye umuntu wese mu bagize ishengero kwakira "imbabazi z' Imana" mu kuzana imibiri yabo nk ' "kimazi kizima" ku Mana. Abaha agaciro kandi bagakorwa ku mutima n' urukundo rw' Imana yemeye gutanga Umwana wayo nk' ikimazi c' ivyaha vyacu bashishikarizwa kwerekana ko batanze ubuzima bwabo ku Mana nk' ikimazi kizima citeguriye gukora.

Imana ntidusaba kuyikorera ivyo idashaka kudukorera. Imana ishaka ubwitange bwuzuye kuri twbwe - ishaka ko tuzana ubuzima bwacu bwose - umubiri, ubwenge, n' ubugingo. Ubuzima bw' impwemu n' ubugingo ahanini bivana n' uburyo umubiri umeze. Turabona kandi iyi ngingo mu nyandiko za Pawulo aho asigura umubiri nk '"urusengero" (1 Kor. 3:16; 6:19). Iyo urusengero rw'umubiri ruriko rurahera, ubushobozi bwarwo bwo gukora no gusenga buragabanuka.

Satani arazi neza iyi ngingo kandi akora ibishoboka vyose kugira ngo tumererwe nabi nawe ahungukire. Bumwe mu buhinga bwinshi ashira mu bantu kugira ngo agere kuri iyi ntumbero yiwe yigisha ngo: "Ni umubiri wawe, wukoreshe ico ushaka." Ico gukora kiva kuri nyene umubiri n' uwuwuganza: Mbega turigaba canke Imana niyo itugaba? Mbega uburyo dufata imibiri yacu bihwanye n' ivyo twemera mu vy'ukuri kuri iki kibazo.

Turi ab' Imana, ica mbere kuko Imana yaturemye naho ica kabiri n' uko yaducunguye. Ufatiye ku vyo Imana yadukoreye vyose n' imbabazi zose yatweretse, Pawulo aca aduhamagarira kuba ikimazi kizima ni ukuvuga ngo kwerekana ko turi bazima, ubwenge n' inkomezi zacu zose zigakorera Imana. Pawulo yita iki gikorwa nko guha agaciro canke kwumvira kubw' imbabazi z' Imana. Mu gihe duhimbaza Imana mu mibiri yacu, tuzobona imigisha yo mu buryo bw' umubiri n' ubwenge nka bumwe Daniyeli hamwe na bagenzi biwe bagize muri Daniyeli 1. Mu gushira Imana imbere mu ngaburo yabo, Daniyeli na bagenzi biwe bahisemwo kwegurira Imana ubuzima bwabo kandi baheba inyungu zikomeye no kwinezereza mu vyo bafungura kandi Imana ntiyabatetereje kuko yaciye ibashira hejuru y' abandi bose. Kubera indero ikwiriye n' ubwitonzi, ntibajegajega mu vy' umubiri no mu vya mpwemu. Imana iripfuza kugenzura imibereho yacu. Irashaka ko tugera ku buzima bwiza bw' umubiri, ubwenge, n'ibigumbagumba. Iyo ubuzima bwacu ari bwiza mu bice vyose biradufasha kugira uruhara runini mu buzima bw' abandi.

Mu buryo busa n' ubwa Daniyeli n' abagenzi biwe, natwe dufise guhitamwo nimba imfungurwa zacu tuzozihuza n' iyi si canke tukazihuza n' ubugombe bw' Imana. Bibiliya ivuga ubwoko butatu bw' ibifungurwa: ivyo mu mpwemu, ivyemewe, n' ibitemewe. Imana yahaye Adamu na Eva infungurwa zuzuye mw' itongo rya Edeni

igihe yatanga infungurwa zifatiye ku bimera nizo ziteza imbere ubuzima bwiza n' ubuzima buramba (Itang 1:29). Inyuma y' Umwuzure, Imana yatwemereye kurya inyama zidahumanye ariko iratubuza kurya amaraso n' inyama zihumanye (Abalewi 11; Gus 14: 3-11). Ibi bigabane vy' ingaburo yo mw' Isezerano rya Kera ni navyo abarongozi b' i Yerusalemu baboneka mu gitabo c' Ivyakozwe n' Intumwa bisunze igihe bashikiriza bimwe vyo mu mabwirizwa ya Mose Abanyamahanga bashasha bategerezwa gukurikiza mu gihe baba bemeye kuba abakristo (Ivyakozwe 15:20, 29).

Bamwe bavuga ko imfungurwa ari ikibazo coroshe kuruta ibibazo bimwe na bimwe vy' iyobokamana kuko uburyo turya ari umuntu ku giti ciwe avyihitiramwo, bivanye n' imico n' ivyo yamenyereye. Ivyo dukoza imibiri yacu ni amahitamwo yacu, ariko dutegerezwa guhora twibuka ko turi ab' Imana bityo rero dutegerezwa gufata imibiri yacu nk' aho ari iy' Imana

Hariho amavuga abiri anyuranye aboneka mu Baroma 12: 2 herekana inzira ibiri zitandukanye cane zijana ku nyishu zitandukanye: Kwishushanya no guhinduka. Inkomezi zihindura z'Imana ntizishobora na rimwe kugera ku vyo zikeneye mu buzima bwacu mu gihe tudashaka kuva mu vy' iyi si. Ntidushobora kwishushanya n' Imana no kwishushanya n' isi icarimwe. Kwemera kimwe ni ukwanka ikindi. Inkomezi z' Imana ntizizana impinduka zidasanzwe, zihindura vyihuse cane kugira ngo bose bace babibona; ahubwo igikorwa c' Imana co guhindura imitima yacu kibonekera mu buzima bwacu bw' imbere - muri kamere yacu. Bigakoreka bivuye imbere muri twebwe.

**Ivyo kwandika:**

Uhejeje kwihweza ca gice cawe wandika na ya mirongo washirako akatuzo, mbega ni ibihe bintu bidasanzwe wabonye vya bimenyetso vyawe bitegerezwa kwerekezako muri rusangi?

Mbega ni ibihe bibazo bica bivyuka uhejeje kwiga iki gisomwa? Mbega ni ibihe bice bigoye?

Mbega ni iyihe yindi nyifato ngenderwako n' indunduro uca ubona?

Ni izihe nyungu zibonekera mu guhitamwo ubuzima bwiza?

## IVYO KUGENDEREZA

Mbega ni irihe sano iyi mirongo ikurikira ifitaniye n’ Abaroma12:1, 2?

1 Ab’ i Korinto 3:16, 17
1 Ab’ i Korinto 6: 12–20
3 Yohana 2
Kuva 15:26
Itanguriro 1:29
Abalewi 11: 1-23
1 Ab’ i Korinto 10:31
Daniyeli 1: 8-15
Imigani 23: 19-21

Ni iyihe yindi mirongo /ayandi masezerano biza mu bwenge bwawe usomye igisomwa c’ urufatiro?

**Ivyo kwandika:**

Subiramwo imirongo wafashe ku mutwe yo muri Romans 12:1, 2.

## UBUTUMIRE

### Umushinge w’ ubuzima rukristo

Abaroma 12 hatubwira uburyo dukwiye kwitabira urukundo rw’ Imana mu guhindura uburyo tubaho mu buzima bwacu. Ivugurura ry’ubuzima n’ impinduka z’ ubuzima akenshi bikorwa bihereye ku vyiyumviro vyemewe n’ amabwirizwa. Aho turashobora kubona inzira itumbereye ku gakiza. Mu gihe hari ukwinezereza kwo gufungura neza, ubuzima bwacu bw’ umubiri buratera imbere mu gihe ubuzima bwacu bwo mu vy’ impwemu buzingama. Yesu ahora araba umushinge w’ ibintu ivyo arivyo vyose, kuko ari co gice c’ ingirakamaro mu bintu vyose, kandi urufatiro rw’ubuzima bwa gikristo igihe cose rugaruka kw’ ijambo "kubera iki?." Iri rigaruka ku mpamvu iba yaraduteye gukora ikintu. Gukora ikintu ciza kubw’ imvo zitari nziza imisi yose bivamwo inyungu nkeya.

“Kubera iki?” yinyegeje inyuma yo kugira ubuzima yishurwa neza ku murongo wa 1: “imbabazi z’ Imana.” Nta n’umwe muri twebwe akwiriye ubuzima ariko tubufise kubw’ ikimazi ca Kristo. Uku kuri kworoshe kandi kwumvikana kwategerezwa ubwakwo gutwara amahitamwo yacu. Kenshi na kenshi, n’ ubwo turondera amagara meza kugira ngo tubeho igihe kirekire, tugubwe neza, twirinde indwara, n’ ibindi,... Ibi ni vyiza, ariko bitegerezwa kuba imvo ya kabiri, si iyambere. Yesu yaduhaye ubuzima kandi aduha ubuzima bwiwe ku bwacu. Mu gusubiza, arasaba ko tumuha ubuzima bwacu atari mu bwenge canke mu mpwemu gusa ahubwo no ku mubiri. Aradukunda kandi yatubereye aho twari gupfira, kandi ashaka ko tumusubiza urwo rukundo mu kumwizera gusa.

Turavye ubuzima n’ igikorwa Yesu yadukoreye, twari dukwiriye guca tugira icipfuzo co kubaho ubuzima bwo kumukorera. Mu gihe duhisemwo kugira amagara meza tuba twiyemeje kugira ngo dushobore kurambira mu gukorera Imana. Tuba duhisemwo kuranguka kw’ umugambi w’ Imana kuri twebwe mu gihe kirekire kuko hariho benshi babayeho bafise amagara mabi bivuye ku guhitamwo nabi kwabo n’ ubuzima bubi. Amagara meza niyo adufasha kuvuga ubutumwa bukomeye dukoresheje ukwo tuboneka. Bamwe bavuga ko amagara meza atuma abantu twikunda, ariko nimba tubayeho gutya, ubuzima bwacu buhinduka cane umuvumo mu gishingo c’ umugisha. Nimba amagara meza yongereza imyaka icumi mu buzima bwacu, twari dukwiye kureka iyo myaka icumi ikaba iyo guha umugisha abandi no guteza imbere igikorwa c’ Imana ikareka kuba imyaka icumi yo kwikorera ubwacu.

Amagara meza ntiyongera imyaka y’ igikorwa gusa ahubwo anongera agaciro k’ igikorwa ca Kristo dukora muri iki gihe. Ubwenge bwacu buracika intege iyo imibiri yacu iramvye, ugasanga tudashobora gukora ibikorwa vyacu n’ ubuhinga bumwebumwe. Abantu bafise inshingano zikomeye ku kazi canke mu bikorwa vya buri musi kandi no mu gikorwa ca Kristo bategerezwa kwitwararika amagara yabo kugirango bakomeze akazi kabo gakomeye. Ariko, uko twitwararika inshingano nyinshi dufise, niko twategerezwa kwitwararika ku buzima bwacu uko bugenda buhindagurika kugira ngo dukore ivyiza dushoboye mu bikorwa vyacu.

Pawulo yadusavye gukorera Imana n’ imitima yacu yose "kugira tumenye neza" (Rom 12: 1). Hariho ibintu bimwebimwe mu buzima bwacu bidasiguritse, ariko iki si kimwe muri vyo. Yesaya 1:18 hagira hati: “Enda ni muze, twitature” vyerekana ko Imana yifuza umubano mwiza wo mu vya mpwemu natwe kugira ngo idukureko ibibazo, amakenga, guta umutwe n’ ubwoba. Ntiyigera na rimwe ishaka abantu bayumvira buhumyi; igihe cose iduha amahitamwo, kandi idusaba gukoresha ayo mahitamwo kugira ngo tuyikunde n’ imitima yacu, ubwenge bwacu n’ imibiri yacu.

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Iyumvire ku gisomwa ca mbere hanyuma urabe aho Yesu ari.<br>Ni gute dushobora kwemeza ko tudahitamwo mu vyiyumviro bicanjee n’ uko ivyiyumviro bidutegeka?<br>Ni gute ubona Yesu ukundi canke ukongera kumubona bundi bushasha? |
| **Inyishu kw’ isengesho:** |

## IVYO KWIHWEZA

Ukuboko kw' i buryo

Neretswe ko ivugurura mu vy' ubuzima ari igice c' ubutumwa bwa marayika wa gatatu, kandi ko vyompi bifitanye ubumwe nk' uko ikiganza n' ukuboko bimeze ku mubiri w' umuntu. Abantu baravye irarirari Amabwirizwa icumi; ariko Uhoraho ntiyari kuza guhana abarenga kuri ayo mabwirizwa atabanje kubarungikira ubutumwa bwo kubagabisha. Umumarayika wa gatatu yatanze ubwo butumwa. Iyaba abantu barigeze kwumvira itegeko ribakangurira kwubahiriza amabwirizwa icumi, bagashira mu bikorwa mu buzima bwabo ingingo z' ayo mabwiriza, umuvumo w' indwara wuzuye mw' isi ntiwari kuba uhari,....

Ukutamenya ntigushobora kuba urwitwazo rwo kutumvira amabwirizwa muri iki gihe. Dufise umuco uhagije, ku buryo ata muntu n' umwe akwiye kuvuga ngo ntavyo nzi, kuko Imana ubwayo ari Yo Mwigisha. Abantu bose bafise inshingano yera imbere y' Imana yo kwerekana ukuri kuzuye n' imibereho nyakuri Imana yabahaye biciye mw' ivugurura ryo mu

vy' ubuzima. Yagenye ko ingingo ikomeye y' ivugurura mu vy' amagara itegerezwa guhanahanwako ivyiyumviro, hanyuma abavyumva bagakangukira kuyiga mu buryo buhagije; kuko bidashobokera abagabo n' abagore, bitewe n' ingeso zabo z' icaha no kwica imibiri yabo hamwe n' uko bamaze kwonona ubwonko bwabo, gushobora kugera ku kumenya ukuri gutunganye, ukuri gushobora kubagira intungane, bakezwa, bakaba abantu bakwiranye n' umuryango w' abamarayika b' ijuru mu bwami bw' igikundiro...

Intumwa Pawulo itera umwete ishengero igira iti, " Nuko bene Data, ndabahanura kubg' imbabazi z' Imana, ngo mutange imibiri yanyu ibe ibimazi bizima vyera, bihimbara Imana, ni kwo kuyikorera kwanyu kwogira ikimazi." (Abaroma 12:1). Ni gute rero, abantu boshobora gutanga imibiri yabo yafutanijwe n' imico mibi y' ivyaha? Igihe banduye, ntibashobora guhimbaza Imana mu buryo bukwiriye, kandi ntibashobora kuba mw' ijuru. Namba umuntu yishimira umuco Imana yatanganye imbabazi zayo w' ivugurura mu vy' amagara, azoshobora kwezwa n' ukuri, hanyuma abe uwukwiriye ubugingo buhoraho. Ariko natita kuri uwo muco, hanyuma akarangwa no kugira imibereho igarariza amabwirizwa y' ivyaremwe, ategerezwa kuzohabwa igihano." (Ellen G. White, *Counsels on Diet and Foods* [1938], 69, 70.)

Impemu nziza, Imishwarara rw' izuba, kwirinda, kuruhuka, imyimenyerezo ngororamubiri, ibifungurwa vyuzuye, gukoresha amazi, kwizigira inkomezi z' Imana - ubwo ni bwo buryo nyabwo. Umuntu wese akwiye kugira ubumenyi bwo kubana n' ibidukikije n'uburyo bwo kubikoresha." (Ellen White, *The Ministry of Healing* [1905], 127.)

Ikintu cose kigabanya inkomezi z' umubiri kigabanya ubwenge kandi bigatuma udashobora gutandukanya iciza n' ikibi. Ntidushobora guhitamwo gukora ivyiza mu gihe dufise inkomezi nkeya zo gukora ivyo tuzi ko bikwiye. (Ellen White, *Christ's Object Lessons* [1900], 346.)

Hagati y' ubwenge n'umubiri hariho isano ritangaje kandi ryiza. Birabangabanganywe. Ivyotuma umubiri ugume uri mu buzima bwiza kugira ngo uteze imbere inkomezi, kugira ngo buri gice cawo gishobore gukora neza, nivyo vyategerezwa kuba arivyo bushakashatsi bwambere mu buzima bwacu. Kwirengagiza umubiri ni ukwirengagiza ivyiyumviro. Ntibishobora kuba ari icubahiro c' Imana kubana bayo kugira imibiri irwaye canke ivyiyumviro vy' umwiza." (*Mind, Character and Personality*, vol. 2 [1977], 373.)

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Inyuma yo kwiga iki gice co muri rino yinga, mbega ni ibihe bintu ubona ushobora gukurikiza ubwawe mu buzima bwawe?<br>Mbega ni hehe ivyo wize uzobikoresha? Mw' ishure, mu muryango, ku kazi hamwe no ku rusengero mu buzima bwawe rusangi?<br>Subira urabe kirya gice c' urufatiro. Mbega ni gute kijaniranye n' ivy' ubuzima bwawe mur' iri yinga? |

## GUSUZUMA UBUMENYI

Sabikanya ivyo wabonye mu murongo wo gufata ku mutwe wa rino yinga kandi ubandanye n' ubumenyi bwose wungutse, ivyo wabonye, ibibazo wagize (canke vyo mu mugwi wawe). Fata ibibazo vyo guhanahanako ivyiyumviro n' abo musangiye umugwi.

Ni mu buhe uburyo ubutumwa bw' amagara meza ari inyungu kw' Ishengero ry' Abadventiste? Ni mu buhe buryo ibikorwa bitandukanye vyo kutitaho amagara meza vyatesheje agaciro igikorwa c' ishengero?

Ni iyihe mirongo dushobora kwigira ku gihe vyatwaye umugwi w' Abadventiste kugira ngo bakurikize ubwo buryo bushasha? Ni gute akarorero kabo ari ingirakamaro mu kutumenyesha uburyo dufata abandi bakiri ku ntambwe ya mbere?

Kubera iki abakristo bategerezwa gukurikirana amagara meza y' umubiri?

Ni izihe mvo zibangamira amagara meza?

Ni izihe ngaruka zo kugira amagara meza iyo bikozwe kubw' imvo zitari zo?

Ni gute twokwirinda guteza imbere kwikunda kwacu mu gihe twoba dufise amagara meza ?

Ni gute ubuhe buryo twokoresha, twicishije bugufi, kandi tubikoranye urukundo twokwirinda ikintu twahisemwo kutarya?

Ni izihe ngaruka z' imibiri yacu kuba ari "insengero za Mpwemu Yera" (1 Kor. 6:19, 20)?

Ni kuki ubutumwa bwo kwitungira amagara butegerezwa guhuzwa cane n'ubutumwa bw' abamarayika batatu?

## IYINGA RY' 9: UBUTUMWA BWIZA MU BADVENTISTE

None nnezerewe amagorwa yanje yo kubganyu, kand' ivyasigaye ku marushwa ya Kristo nanje ndabishitsa mu mubiri wanje, kubg' umubiri wiwe, ni wo shengero, iryo nacikiye umukozi, nk' uko nahawe n' Imana ububgiriza bgo kugaburira mwebge, kugira ngo nkwize ijambo ry' Imana rishitse, ni ryo banga ryari ryarahishijwe uhereye kera hose n' ibihe vyose, ariko noneho ryahishuriwe abera bayo, abo Imana yakunze kumenyesha itunga ry' ubgiza bg' iri banga, rivugwa mu banyamahanga, ni ryo Kristo ari muri mwebge, ivyizigiro vyo kuzoronka ubgiza. Natwe ni we twamamaza, duhanura umuntu wese, twigishisha umuntu wese ubgenge bgose, ngo dushikirize Imana umuntu wese ahinguriwe muri Kristo: ico ni co kintamisha, mbirwanira nk' uk' ubushobozi bgiwe buri, bunkoreramwo bishimitse. Ab' i Kolosayi 1:24-29

## INTANGAMARARA
### Inzira y' ubugingo

Mu nsiguro z' Abadventiste ba mbere berekana cane ivy' ukuza kwa kabiri kwa Yesu, ubutumwa bw' ihema ryera bujanye n'ubuhanuzi bw' imisi 2300, Isabato, n'amabwirizwa y' Imana. Iyo baba bagendereye igisagara gishasha, abavugabutumwa b' Abadventiste bakunda guharira n'abapasitori bubahiriza umusi wa mbere w' iminsi indwi ku mabwirizwa no kw' Isabato. Mu mwete wabo wo kurengera amabwirizwa n' Isabato, Yesu n' ubutumwa bwiza akenshi vyarasigara ntibivugweko ikintu na kimwe. Ivyerekeranye n' amabwirizwa vyari bikomeye ku buryo Ellen White yagize ati: "twabwirije amabwirizwa kugeza igihe twumye nk' imisozi ya Gilboa" (*The Review and Herald* [March 11, 1890], para. 13).

Abavugabutumwa b' Abadventiste muri kiriya gihe bakunda gukoresha ishusho yitwa Inzira y' Ubuzima yarimwo ishusho y' amabwirizwa, umusaraba, n' igiti c' ubugingo. Mu gusobanura indimi za mbere, amabwirizwa y' Imana, atari umusaraba, ni yo shusho yerekana neza uburyo Umugwi w'Abadventiste muri kiriya gihe wabona amabwirizwa mu mugambi w' agakiza. Mu 1880, James White yashizeho igitabo gisha c' ishusho aho Yesu ku musaraba yasubiriye amabwirizwa hagati. Igishushanyo gisha

cerekana impinduka kubadiventiste. (Kugira ngo ubone ibishushanyo vyompi, raba: adventistreview.org/magazine-article/the-way-of-life/.) Muri Komferanse Jenerale mu mwaka w' 1888 abasore b' abavugabutumwa aribo Jones na E.J. Wagoner bahamagariye abarongozi b' amashengero kwakira ubutumwa bwiza bushingiye kuri Kristo. Ariko, abavugabutumwa n' abayobozi bamwe bishizemwo ko Jones na Wagoner bariko batesha agaciro inkingi z' ubutumwa bw' Abadventiste, canecane amabwirizwa hamwe n' Isabato.

Ellen White yipfuje cane gutahura ivy' ivyo bintu vy' ukuntu banse ubutumwa bwa Jones na Wagoner mu nama ya 1888 yabereye i Minneapolis. Yanditse inyandiko zikomeye cane ku bakoranabushake nka Uriah Smith abasaba kutarwanya ubutumwa. Jones na Wagoner berekanye bike vyari bishasha, ariko nta kindi bwasigura atari guhamagarira abantu icerekezo gishasha ca Yesu n' ubutumwa bwiza. Mu myaka yakurikiye 1888, Ellen White yanditse ibitabu vyinshi vyerekana neza ubutumwa bwiza bwa Yesu Kristo: Gutumbera Yesu (1892), Ivyigwa vyo ku musozi w' imigisha (1896), Uwipfuzwa ibihe vyose (1898), hamwe n' Imigani ya Kristo (1900). Icigwa c' iri yinga kizoserangura insiguro y' ubutumwa bwiza aho turonka isezerano rivuga ngo "Kristo ari muri mwebge, ivyizigiro vyo kuzoronka ubgiza" (Ab' i Kolosayi 1:27).

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Koporora Ab' i Kolosayi 1:24–29. Urashobora kandi kwandika ico gisomwa ukoresheje amajambo yawe bwite, canke ukoresheje incamake y' ico gice. |

## KWINJIRA MW' IDO N' IDO

Isano riri hagati y' Amabwirizwa n' Ukwizera

Impari zo kugera mu 1888 zaba ari izo kwerekana uruhara rw' amabwirizwa mu gakiza. Igice kimwe c' impari cahagarara mu gitabu c'Abagalatiya 3:24, 25, hasigura amabwirizwa nk'"umurezi" aturera akatugeza kuri Kristo. Ikibazo cari ukumenya nimba uyu murezi ari amabwirizwa y' Imana Icumi canke amabwirizwa y' imigenzo (integuro yo gutanga ibimazi muri Isirayeli). Iki kibazo cazanye impari nyinshi kandi gitera benshi kuja mu bikorane vy'insago bakoranira hamwe ngo bacigeko. Abavugabutumwa bakuru nka Uriah Smith na G.I. Butler yizera ko umurezi ari amabwirizwa y' imigenzo, wewe asigura ko integuro y' ibimazi ari yo yatumye Yesu, ikimazi ciwe catugobotoye kidukura muri iyo migirwa (umurongo wa 25). Abasiguzi batobato nka A.T. Jones na E.J. Wagoner bizera ko umurezi ari Amabwirizwa Icumi - kubera ko yerekana ivyaha vyacu kandi bitegerezwa gutuma duhindukirira Imana ngo itweze.

Abadventiste benshi bemeza ko nimba umurezi ari amategeko y' imyitwarire canke ya Mose, kuko hamwe bari kwemeza ko umurezi ari amabwirizwa cumi abantu bari gushobora kuvuga ko Amabwirizwa Icumi yarangiranye n' Isabato ubwayo, kuko umurongo wa 25 uvuga ko tutakiri musi y' Umurezi. Ellen White yishuye ko yose ari umurezi avuga ati: "Nabajijwe ibijanye n' amabwirizwa mu b' i Galatiya. Ni ayahe mabwirizwa yiswe umuyobozi atujana kuri Kristo? Ndishura nti: Yose ay' imihango n' amabwirizwa icumi". (Selected Messages, vol. 1 [1958], 233). Ibi rero biratwigisha gusubiza amaso inyuma muri kahise k' Abadventiste no kwiyumvira ku bibazo vyateje impari nk' izo muri kiriya gihe. Rimwe na rimwe, ibibazo tuzi ko bifise akamaro ntabwo bishoka bitorerwa umuti aho nyene tukivyiyumvira. Iki cobwirizwa kudutera kwiyumvira ku bibazo tuganira n' amashengero adukikuje uyu musi.

Ingingo y' ingirakamaro ku mpari zari amabwirizwa aboneka mu b' i Galatiya, ariko umutwaro wa Jones na Waggoner wari ibindi bintu kuko babanje kwerekana isano riri hagati y' amabwirizwa no kwizera, bityo bagaragaza ko bishoboka kubaho ubuzima bushingiye kuri Kristo, bwuzuye kwizera, bwubahiriza amabwirizwa. Ubutumwa bwabo bushobora kuvugwa muri make nka "Kristo ari muri mwebge, ivyizigiro vyo kuzoronka ubgiza" (Ab' i Kolosayi 1:27), iyo bisiguwe neza niyo shingiro ry' uburyo dutegerezwa kubaho nk' ubuzima bw' aba Kristo. Nk'uko twigeze kubivuga, ica nkenerwa mu kwamamaza ubutumwa bw' Abadventiste kugeza n' ubu ni inyigisho zifatiye k'ukugaruka kwa Kristo, Isabato n' ihema ryera, ariko inyigisho z' ishengero ntizishobora gutandukanywa n' ukuri kw' umusaraba wa Kristo. Mu gutahura neza ivyabereye ku musaraba bidufasha kwibonera imfatiro z' inyigisho zacu. Igihe cose umusaraba utandukanijwe n' inyigisho ubukristo burahura n' ikibazo gikomeye.

Pawulo yandikiye ishengero ry’ i Kolosayi ibaruwa y’ Ab’ i Kolosayi, ryari hafi y’ i Laodikiya. Ibi bisagara bibiri vyari bisangiye kahise n’ umuco. Uyu musi, batandukanijwe n’ ibirometero bike gusa ariko biracasangiye ikirere n’ ikiyaya kimwe. Igihe Pawulo yandikira abizera b’ i Kolosayi, yashizemwo no kwandikira n’ abizera b’ i Laodikiya, ababwira bombi nk’ abamwumviriza, bahura n’ ibibazo bimwe vyo mu mpwemu (Ab’ i Kolosayi 2: 1; 4: 13, 15, 16). Isano rya hagufi hagati ya Kolosayi na Laodikiya rituma icete Pawulo yandikiye Ab’ i Kolosayi gikoreshwa cane ku bantu b’ Imana bo muri iki gihe. Laodikiya ni ryo rya nyuma mu mashengero ndwi aboneka mu gitabu c’ Ivyahishuriwe Yohana kandi hagereranya ishengero ry’ Imana ryo mu misi y’ iherezo (Ivyah 3: 14-22). Biratahuritse ko Jones na Wagoner bakoze igikorwa gikomeye mu gihe bakwegeye ivyiyumviro vy’ ishengero kuri "Kristo Wewe, ivyizigiro vyo kuzoronka ubgiza" (Ab’ i Kolosayi 1:27).

**Ivyo kwandika:**

Garuka muri ico gisomwa wandikishije amaboko hanyuma wige iyo mirongo.
- [Ca umuzingi] ku majambo, imvugo, ivyiyumviro vyagiye bigarukwako
- [Ca akarongo] musi y’ amajambo, imvugo ngirakamaro kandi afise ubusobanuro ku bwawe
- [Shira akamenyetso k’umwampi] mu guhuza ijambo, imvugo ifitaniye isano n’ iyindi mvugo/ijambo

Fata ku mutwe umurongo wakunezereye cane. Subiramwo uwandike ahantu incuro nyinshi kugira uwufate ku mutwe.
Hoba hari ibindi bibazo woba wahaye agaciro gato ariko wibazako warikwongera kugira nyambere?

## GUTANGA INSIGURO
### Intumbero itangaje

Abakristo dukunda kugira ivyifuzo vyinshi vyiza. Turipfuza kugirira neza abandi kandi nk’ uko Kristo yabikoze n’ ubu akibikora. Turashaka gufasha abakandamizwa na Satani kandi tukipfuza gusangira ukuri. Ariko ivyifuzo vyacu vyiza bizogira akamaro mugihe intumbero yacu nyamukuru izoba ari kugira Kristo. Icerekezo nyamukuru c’ umukristo muri vyose tugisanga mub’ i kolosayi 1:27: “Kristo muri mwebwe.” Ukwo kuntu Kristo aba muri twebwe twokwita insigabwenge muri iki cigwa kuko atari mu buryo buboneka. Kristo muri twebwe vyerekana ukuri kwa Mpwemu si ukuri kw’ umubiri. Iyo mvugo yo mu vya mpwemu isigura ko Kristo ashobora kuza akaba mu banyavyaha nkatwe ni ryo banga rikomeye ridashobora gutahurwa n’ ab’ isi.

Ab’ i Kolosayi 1: 26-28 hasigura neza ko Imana yiteguye guhishura ibanga rya “Kristo muri mwebwe,” bigatuma umuntu wese aboneka ko “atunganye muri Kristo

Yesu.” Kugororoka kubwo kwizera ni iki: kugira ubugororotsi biciye muri Kristo aba muri wewe. Iyo twumva ko imitima yacu yahindutse kandi ko twababariwe duca tugira umwete wo gusaba kubwo kwizera isezerano ry’ Ijambo ry’ Imana. Kwizera kw’ ukuri ni kwizera ko Kristo azoshitsa ivyo yasezeranije mw’ ijambo ryiwe. Hariho inkomezi zirema ziboneka mw’ ijambo ry’ Imana; Jambo w’ Imana afise inkomezi zo kurema ikintu kivuye mu busa no kuzana umuco mu mitima iri mu mwiza (Zab. 33: 6–9; 2 Kor. 4: 6). Yesu ni ryo Jambo rirema ryaremye imibiri. Kugira "Kristo muri twebwe" ni impinduka twese dukeneye. Ni ikintu ata n’umwe muri twebwe ashobora kurema canke ngo tucikorere ubwacu. Ico twebwe dusabwa ni kwugururira imitima yacu kuko Imana yonyene niyo ishobora gukorera muri twe.

Pawulo yabonye ibikorwa vyiwe ata gaciro bifise iyo Kristo atari muri vyo. Icifuzo ca mbere ciwe kwari kubona Kristo akora biciye muri we: “ ico ni co kintamisha, mbirwanira nk’ uk’ ubushobozi bgiwe buri, bunkoreramwo bishimitse" (Ab’ i Kolosayi 1:2). Uyu musi, iyaba hariho abantu benshi bamenye ko ataco bashoboye atari Kristo, hobaye hariho abantu benshi bafise ubushobozi bwa Kristo bukorera muri bo umwanya ku mwanya. Yesu ashaka abantu bemera ko ataco bafise ngo abahe kuzura ibikorwa vyiwe bikomeye. Ubutunzi bwo kugira "Kristo muri wewe" burahari ubu nk’ uko vyahoze kuva na kera.

Ab’ i Kolosayi 2 haraduha imburi ku bisamaza bitandukanye bibangamira kubana na “Kristo muri wewe.” Igice ca 3 gisubira ku civugo co kugira "Kristo muri wewe": Ica mbere, iyo Kristo aba muri wewe bisigura ko ivyiyumviro vyawe biba vyiyumvira kuvy’ ijuru, ntivyongera kwivanga n’ isi (Ab’ i Kolosayi 3: 1-3). Ica kabiri, bivuze ko duhagarika ibikorwa vyose vya kamere y’ umubiri nk ‘“uburake, kujingitwa, urwanko rw’ ubusa, gucokorana, kandi ntihakagire amajambo ateye isoni” (umurongo wa 8). Kuba Kristo aba muri twebwe bisigura ko duhagarika ibikorwa vy’ umubiri ahubwo "tukambara umutima w’ ikigongwe, n’ ineza, n’ ukwicisha bugufi, n’ ukwiyumvira, n’ ukwihangana" (Umurongo wa 12) hamwe n’ iyindi mico yose ya Yesu. “Ikigeretse kur’ ivyo vyose twambare urukundo, ni rwo mugozi uzana gutungana.” (Umurongo wa 14). Amavuga yo mu gice ca 3 ni urufunguruzo rwo gutahura kugororoka kubwo kwizera. Umwizera "yambura" ibikorwa vy’ umubiri kandi "akambara" kugororoka kwa Kristo. Iyo twemeye Yesu kubwo kwizera, atwambika umwambaro wiwe wera wo kugororoka (raba na Ivyah 19: 8). Abizera babwirizwa kuba bashingiye ku kugororoka kwa Kristo kugira ngo gukomeze kudupfuka, na Yesu akaba muri twebwe kandi akanashinga imizi muri twebwe.

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Uhejeje kwihweza ca gice cawe wandika na ya mirongo washirako akatuzo, mbega ni ibihe bintu bidasanzwe wabonye vya bimenyetso vyawe bitegerezwa kwerekezako |

muri rusangi?
Mbega ni ibihe bibazo bica bivyuka uhejeje kwiga iki gisomwa? Mbega ni ibihe bice bigoye?
Mbega ni iyihe yindi nyifato ngenderwako n' indunduro uca ubona?
Ni ibihe bintu bitubuza guhura na Kristo ngo aheze ahore muri twebwe?

## IVYO KUGENDEREZA

Mbega ni irihe sano iyi mirongo ikurikira ifitaniye na Ab' i Kolosayi 1:24–29?

Ezekiyeli 36: 25-27
Abaroma 5: 8-10
Abaroma 8: 1-4
Abagalatiya 2:20
Abagalatiya 3:24, 25
Ab' i Kolosayi 3: 1-3
Abaheburayo 8: 10-12
Ivyahishuriwe Yohana 3: 14-22

Ni iyihe yindi mirongo /ayandi masezerano biza mu bwenge bwawe usomye igisomwa c' urufatiro?

**Ivyo kwandika:**
Subiramwo imirongo wafashe ku mutwe yo muri Ab' i Kolosayi 1:24–29.

## UBUTUMIRE

### Ivyizigiro vy' ubwiza

Birashoboka ko utahura ivyo kugororoka kw' Imana mu gihe uba ucirengagiza imiterere y' ubugorotsi bw' Imana. Ibi bidutera kugerageza kwishiriraho ukugororoka kwacu gutandukanye n' ukwa Kristo. Ukugororka ni akamenyero ko guhinduka uko wibona mu gihe uhagaze imbere y' Imana. " Mu gihe Yesu atari mu mutima, igikorwa c' ishengero kiba gipfuye, gikonje…. iyo Kristo, ivyizigiro vy' ubwiza, ari muri twebwe, duhora tugobererwa kwiyumvira no gukora ibijanye n' ubwiza bw' Imana"(Ellen White, That I May Know Him [1964], 193). Iyo Kristo aba muri twebwe ubudahumeka, aratwereka ivyo dutegerezwa gushira imbere, inyishu dukwiriye gutanga, n' ivyiyumviro vyacu kuri buri kintu. Nta kintu kidahinduka mu gihe Yesu yoba ari mu mutima.

Ubutumwa bw' urufatiro rw' Ivyanditswe ni ubutumwa bwiza, kandi mu mutima w' ubutumwa bwiza hari inkomezi za Kristo ku vyaha. Biciye mu kugira ubumwe na Kristo gusa umuntu wese arashobora gutsinda icaha ibi bitwereka ko kugira ubumwe na Kristo bitugeza ku kintu gitangaje. Ni igitangaza ukuntu Yesu yitanze kugira ngo abe Ikimazi c' ivyaha, ko Imana Umuremyi w' isi n' ijuru ashobora kwinjira mu nda ya

Mariya akavuka ari uruyoya, ko Yesu ashobora kuba icarimwe Imana n’ umuntu kandi vyose akabikora mu buryo bwuzuye, Yesu arashobora kuguma muri twebwe kandi dufise imitima yanduye maze ukayeza.

Mu buryo bumwe, kuba mu mitima y’abantu bononekaye kwa Yesu si igitangaza. Igihe yavukira kw’ isi, indaro yavukiyemwo yari icafuye, gifise n’ akamoto atari keza. Nimba rero Yesu ashobora kuvukira ahantu hagayitse nk’ aho, nta gukekeranya ko ashobora kwinjira mu mitima yacu uyu musi atitaye k’ukuntu umutima wanduye, kahise kacu, ibiyayuramutwe twafashe canke se ikintu ico arico cose. Ivyo twoba twarakoze vyose ntivyobuza Yesu kwinjira mu gihe twoba tumwugururiye.

Ntabwo "Kristo muri wewe" ari ikintu gitangaje gusa, ahubwo birashobora gusiguka nk "ivyizigiro vy’ ubwiza" (Ab’ i Kolosayi 1:27). Insiguro imwe ya Bibiliya y’ ubwiza n’uko ibivuga mw’ izina ry’ Imana canke kamere yayo. Kugira Kristo mu mitima yacu bivuga ngo kamere yayo iri mu buzima bwacu. Si ivyiyumviro gusa; ahubwo biba ari ivyo mu buryo buboneka nk’ uko igikorwa co kwizera kwacu kibaho mu majambo yacu, ibikorwa, n’ ivyiyumviro vy’ imbere muri twebwe. Matayo 7:16 havuga ko tuzomenyekanira kuvyo twama, kandi mu gihe Kristo ari muri twebwe, tuzokwama ivyamwa vya Mpwemu (raba Gal. 5:22, 23) kandi bizobonekera bose. Agakiza si inzira idafadika; ni ikintu Yesu agirako uruhara kuri buri muntu wese muri twebwe kuko aba mu mitima yacu. Ibi bikorwa vyose Yesu akora muri twebwe yerekana urukundo rudasanzwe rw’ Imana n’ uburyo idahengeshanya kutwitaho.

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Iyumvire ku gisomwa ca mbere hanyuma urabe aho Yesu ari.<br>Ni mu buhe buryo Kristo aguma muri twebwe kimwe nk’ uko na Kristo yemerera Se kuguma muri we? Mbega biratandukanye mu buryo ubwo ari bwo bwose? (Yohana 17: 20-23.)<br>Ni gute ubona Yesu ukundi canke ukongera kumubona bundi bushasha? |
| **Inyishu kw’ isengesho:** |

# IVYO KWIHWEZA
## Umukiza ashizwe hejuru

Uhoraho mu mbabazi ziwe nyinshi yarungitse ubutumwa bwiwe bw' agaciro ku bantu biwe abicishije ku bakurambere Wagoner na Jones. Ubu butumwa bwari ubwo kwegerana n'Umukiza w'isi, ikimazi c' ivyaha vy'isi yose. Yerekanye gutsindanishirizwa kubwo kwizera; yahamagariye abantu kwakira kugororoka kwa Kristo, kubonekera mu kwumvira amabwirizwa yose y' Imana. Benshi bari batakibona Yesu. Bari bakeneye ko amaso yabo yerekeza k'umuntu uwo, ibikorwa vyiwe, n' urukundo rwiwe rudahinduka ku muryango w'abantu. Inkomezi zose zashizwe mu maboko yiwe, kugira ngo ahe abantu ingabirano z'agaciro, aha impano ntagereranywa yo kugororoka kwiwe ku bakozi batabishoboye. Ubu ni bwo butumwa Imana yategetse ngo buhabwe isi. Ni ubutumwa bwa marayika wa gatatu, butegerezwa gutangazwa n'ijwi rirenga, kandi bwitabiriwe no gusukwa kwa Mpwemu wiwe mu buryo bwinshi.

Umukiza yahawe icubahiro ategerezwa kugaragara mu bikorwa vyiwe vyiza nk' umwana w' intama yishwe, yicaye ku ntebe, kugira ngo atange imigisha itagereranywa y' amasezerano, ivyo yapfuye kugira ngo biboneke ku muntu wese ashaka kumwizera. Yohana ntiyashobora kwerekana urwo rukundo mu majambo; yari yimbitse cane, yagutse cane; arahamagarira abantu kubiraba. Kristo asabira ishengero ryiwe mu manza zo mw' ijuru, yinginga kubw' abo yarihiye igiciro co gucungurwa akoresheje amaraso yiwe bwite. Imyaka ibinjana, ntibishobora kugabanya agaciro k' iki kimazi c'impongano. Ubutumwa bwiza bw' ubuntu bwiwe bwategerezwa guhabwa ishengero mu mirongo yumvikana kandi itandukanye, ko isi itategerezwa kwongera kuvuga ko Abadiventiste b' Umusi w' Indwi bigisha amabwirizwa, amabwirizwa gusa, ariko ntibigisha canke ngo bemere Kristo.

Akamaro k' amaraso ya Kristo kategerezwa kwerekanwa ku bantu bafise inkomezi z' umubiri, kugira ngo kwizera kwabo kugumane agaciro kayo. Nk'uko umuherezi mukuru yaminjagira amaraso agishushe ku ntebe y' imbabazi, mu gihe umwotsi w' akamoto keza k' imibavu waduga imbere y' Imana, mu gihe rero twatuye ivyaha vyacu kandi tugasaba kwezwa n' amaraso y'impongano ya Kristo, amasengesho yacu ategerezwa kuduga mw' ijuru akaba akamoto keza k' imico y' Umukiza wacu. Tutitaye ku bidakwiriye, dutegerezwa guhora tuzirikana ko hariho Umwe atigeze gukuraho icaha agakiza umunyavyaha. Icaha cose catuwe n' uwagikoze imbere y' Imana n' umutima wuzuye ukwicuza, kizomukurwako. Uku kwizera ni bwo buzima bw' ishengero. Nkuko inzoka Mose yamanitse mu bugararwa, hanyuma abantu bose bari vyariwwe n' inzoka basabwe kuraba iya Mose hanyuma bakabaho, ni ko n' Umwana w' umuntu yategerezwa kumanikwa, kugira ngo 'umwizera wese ntapfe rubi, ariko ahabwe ubugingo budashira..' " (Ellen White, *Testimonies to Ministers and Gospel Workers*, [1923], 91, 92.)

**Ivyo kwandika:**

Inyuma yo kwiga iki gice co muri rino yinga, mbega ni ibihe bintu ubona ushobora gukurikiza ubwawe mu buzima bwawe?

Mbega ni hehe ivyo wize uzobikoresha? mw' ishure, mu muryango, ku kazi hamwe no ku rusengero mu buzima bwawe rusangi?

Subira urabe kirya gice c' urufatiro. Mbega ni gute kijaniranye n' ivy' ubuzima bwawe mur' iri yinga?

## GUSUZUMA UBUMENYI

Sabikanya ivyo wabonye mu murongo wo gufata ku mutwe wa rino yinga kandi ubandanye n' ubumenyi bwose wungutse, ivyo wabonye, ibibazo wagize (canke vyo mu mugwi wawe). Fata ibibazo vyo guhanahanirako ivyiyumviro n' abo musangiye umugwi.

Ni gute dushobora kutemeranya n' abandi tutiriwe tubagiriza amakosa canke ngo twice imice idakwiriye?

Ni izihe ntambwe zifadika dushobora gukurikiza kugira ngo dukomeze kuba abakristo mu bihe vyo kutumvikana, na canecane iyo twagabweko igitero n' abandi kuvyerekeranye n' ivyo twizera?

Intumbero y' Amabwirizwa ni iyihe?

Ni iki twokora kugirango dukomeze guha agaciro cane ibibazo bikomeye tutirengagije n' ibibazo bitobito?

Ni mu buhe buryo ubutumwa bwa Pawulo kub' i Kolosayi bufitanye isano cane n' ishengero rya inyuma rya Laodikiya?

Ni mu buhe buryo twemerera amabwirizwa kunyegeza Yesu n' ubutumwa bwiza? Nigute dushobora kwirinda ibi?

Bigenda gute ku butumwa bw' Abadventiste iyo twemeye Yesu n' ubutumwa bwiza gufata ikibanza ca kabiri?

Bisigura iki kubaho dufise "Kristo muri twebwe" umusi ku wundi?

Ni ibiki bidusamaza bikadutera kubura "Kristo muri twebwe"?

Ni irihe tandukaniro riri hagati yo kurondera ukugororoka kwa Kristo no kwironderera kwishiriraho ukugororoka kwacu?

**Kugira ngo urabe amasanamu ajanye n' iki cigwa, koresha iyi miyoboro (link) iri aha hepfo:**

https://lineagejourney.com/video_episodes/32-1888-general-conference-session

## IYINGA RY' 10: UBUTATU BWERANDA

Ntimuhagarike imitima yanyu, mwizere Imana, nanje munyizere. I muhira kwa Data har' amazu menshi, iy' aba atariho, mba ndabibabgiye, kuko ngiye kubategurira ahanyu. Kandi ko ngiye kubategurira ahanyu, nzogaruka kubajana i wanje, ngw aho ndi namwe abe ari ho muba. Kand' iyo nja murazi inzira ijayo. Toma aramubgira, ati Mugenzi, ntituzi iy' uja, dushobora dute kumenya inzira? Yesu aramubgira, ati Ni jewe nzira n' ukuri n' ubugingo: nta wushika kuri Data ntamujanye. Iyo muba mwarammenye, na Data muba mumuzi. Uhereye ubu muramuzi, kandi mwamubonye. Filipo aramubgira, ati Mugenzi, twereke So, bizoba bihaye. Yesu aramubaza, ati Mbega ko nabanye namwe igihe kingana girtyo, nturakaruha ummenya ga Filipo? Ubonye jewe aba abonye Data: non' uvuga ute ngo Twereke So?

Ntiwizeye ko jewe ndi muri Data, na Data ari muri jewe? Amajambo mbabgira s' ayo nigeneye, ariko Data aba muri jewe ni we akora ibikorwa vyiwe. Ni munyizere ko ndi muri Data, na Data ari muri jewe, bibuze, mupfe kwizera kubg' ibikorwa ubgavyo. N' ukuri, n' ukuri ndababgire: Unyizera, ibikorwa jewe nkora na we azobikora: kand' azokora ibibiruta, kuko jewe ngiye kwa Data. Kand' ico muzosaba cose mw izina ryanje nzogikora, kugira ngo Se ashimagizwe mu Mwana. Ni mwagira ico musaba mw izina ryanje, nzogikora. Ni mwankunda, muzokwitondera ivyagezwe vyanje, nanje nzosaba Data, na we azobaha uwundi Mwitsa, ngw az' abane namwe ibihe bidashira, ni we Mpwemu w' ukuri, uwo ab' isi badashobora kwakira, kuko batamubona, kandi batamuzi; mweho muramuzi, kukw abana namwe kand' azoba muri mwebge. Sinzobasiga nk' impfuvyi, nzoza kuri mwebge. Hasigaye igihe gito, ab' isi ntibabe bakimbona, ariko mweho muzombona; kuko ndiho, namwe muzobaho. Uwo musi muzomenya ko ndi muri Data, namwe muri muri jewe, nanje ndi muri mwebge.Yohana 14:1-20

## INTANGAMARARA
## Ubumana butatu mu Mana imwe

Hari hariho imyizere itandukanye ku vyerekeranye Ubumana mu bakoranabushake bo kwa Mileri mu myaka y' 1840. William Miller yari Umubatiste yemera Ubutatu bweranda mu gihe umufasha wiwe wa hafi, Joshua Himes, yava mu bagize umuryango wa Gikristo aho abantu benshi batemera inyigisho z' ubutatu bweranda bakavuga ko ari ivyanditswe bidashingiye kuri Bibiliya. Ikibazo c' ubutatu bweranda nticibonekeje nk' inyigisho zitegerezwa kwigwako vyihuse kuko ivyari bibaraje ishinga kwari ukugaruka kwa Kristo n' ahera cane. James White na Joseph Bates, babiri mu bashinze ishengero ry' Abadventiste b' Umusi w' Indwi, na bo bakomoka mu muryango wa Gikristo kandi bari bafise ivyiyumviro bisa n' ibitemera ubutatu bubonekera muri kamere y' Imana.

Abadventiste benshi ba mbere bizera ko Yesu yaremwe canke yavyawe kandi ntibemera ubutumwa bwa Mpwemu Yera. Abakoranabushake bakomeye rimwe na rimwe barahamagarwa kugira ngo bashigikire imyizerere imwe yerekeranye n' ubumana, ariko ni ngombwa kwibuka ko hari ivyiyumviro bitandukanye kuri iyi ngingo mu mu ntango yo kubaho kw' Abadventiste. Vyatwaye ishengero imyaka irenga mirongo irindwi yo kwiga Bibiliya no gusenga kugira ngo tugere ku nyishu y' iki kibazo. Ikintu c' ingirakamaro kuba Abadventiste n' uko twiyemeje kudaca kubiri na Bibiliya kandi Bibiliya yose. Iyi ngingo isaba ko Bibiliya yose yiyumvirwako mu gihe hashizweho inyigisho nshasha.

Inama nkuru yo mu 1888 yazanye icerekezo gishasha kuri Yesu n' ubutumwa bwiza, ibi vyabateye kwiga vyimbitse kamere ya Kristo. A.T. Jones yabaye uwashigikiye imbere y' abandi ubumana bwa Kristo bw' ibihe vyose. Igitabo *Uwipfuzwa ibihe Vyose* canditswe na Ellen White, casohowe mu 1898, catanze insiguro yuzuye ku bijanye n' ubumana bwa Yesu kandi n' ubumuntu bwa Mpwemu Yera. Ku bijanye na kamere ya Kristo y'ubumana, Ellen yanditse ko Kristo "yatangaje ko ariwe Bugingo" kandi ngo "muri Kristo niho soko y' ubuzima, atari ubwo akura ahandi" (*Desire of Ages* [1898], 469, 530). Aya majambo yavuguruza mu mvugo yumvikana ibintu abandi bakoranabushake banditse kuri Data ko ari we wenyene ubuzima buvako. Mu myaka yo mu 1930, ni ho ishengero ryacu ryafashe ingingo yemewe kuri ibi. Mu cigwa ca rino yinga tuzobona ko Bibiliya yerekana neza ko hariho ubumana butatu bugize Imana imwe, aho umwe wese wese afise inshingano n' ibikorwa bitandukanye, ariko bose bakorera hamwe.

**Ivyo kwandika**:

Kopororora Yohana 14:1–24. Urashobora kandi kwandika ico gisomwa ukoresheje amajambo yawe bwite, canke ukoresheje incamake y' ico gice.

# KWINJIRA MW' IDO N' IDO

## Kurondera vyimbitse

Kugeza iki gihe gutahura ubumana biraboneka ko vyatwaye igihe kinini kugira ngo iyi nyigisho itere imbere nk' izindi nyigisho zose twigira mw' ishengero ry' Abadventiste. N'ubwo ubu dufise inyandiko zagutse za Bibiliya zigisha kuri iyi ngingo hamwe n' uko ubumana bukora, kamere y' Imana izoba ingingo yo kwigwa mu gihe c' ibihe bidashira (raba Yobu 11: 7). Ubwaguke bw' Imana burenze ugutahura kwacu; kuri twebwe, ni ingingo idasubirwako y' ukuri kw' ubushakashatsi bwakozwe n' ubwenge Imana yaduhaye.

Mu misi ya mbere y' Abadiventiste, itandukaniro nyamukuru ry' ivyiyumviro vyerekeranye n' ubumana canke uburyo Imana imwe iboneka mu buryo butatu, ryahagaze ku bibazo bibiri: Ica mbere, Yesu ni Imana canke ni ikiremwa mu bindi? Bamwe bishura ngo ni "Umwana w' ikinege" (Yohana 3:16) bashaka kuvuga ko Yesu yari afise itanguriro bityo akaba atari yarahozeho. Ica kabiri, Mpwemu Yera ni ikiremwa. Mbega yoba ari igice c' ubutatu bweranda canke ni inkomezi gusa? Iciyumvuro kimwe casumba ibindi ni uko ari Mpwemu Yera gusa akoresha ku nkomezi z' Imana - ahantu hose, ariko si ikintu kibaho.

Mu myaka yo mu 1840, 50, na 60, bamwe mu bakoranabushake bazwi kandi bubahwa nka James White, Joseph Bates, Uriah Smith, na J.N. Loughborough bari bafise imyizere itandukanye kuri iyi ngingo yari irenze kuvyo bari bahejeje gutunganya nk' ishengero. Nk'uko twabivuze, ishengero ryacu muri rusange ryateje imbere iyi myizerere gahorogahoro, ridaciye kubiri na Bibiliya, uku kuri kubonekera kandi mu buryo imyizerere y'abatwitangiye imbere nayo yateye imbere kandi ikagenda ihinduka uko igihe cagenda kirengana. Bamwe muri bo, nka James White na Joseph Bates, bashira ku ruhande imyizere y' amashengero bari bemera bityo bakarondera kumenya ivyo bumvise ko ari kwo kuri. Birababaje kandi biroroshe rwose gukuramwo inyandiko nke zivuye mu mirongo hanyuma ugatora ingingo yumvikana neza ariko bikaboneka mu nyuma ko wabeshe mu gihe iyo nyandiko yose ku ngingo isuzumwe. Ukwo ni ko vyagenze kuri zimwe mu nyigisho z' amashengero abatwitangiye imbere bari baravuyemo, bityo hari hakenewe igihe co kwiga no gusubiramwo ivyigwa.

Ubwa mbere Bibiliya ivuga ubwinshi bw' Imana ni mw' Itanguriro 1:26: "Imana iravuga, iti Tureme umuntu mw ishusho yacu, ase natwe.' " Birumvikana ko amajambo "Twebwe" na "Yacu" ari mu bwinshi, vyerekana ko izina ry' Imana ryitirirwa ibirenze ikintu kimwe. Isezerano Rishasha ryerekana ko igikorwa co kurema cakorwa biciye mu bufatanye bwa hafi bwari hagati ya Data n' Umwana bihuriye mu kuvuga ko "Imana yaremye vyose ibicishije muri Yesu Kristo" (Abefeso 3: 9). Ibivugwa mw' Itanguriro vyerekana neza ko hariho Mpwemu w' Imana mu matanguriro y' irema (Itang 1: 2). Mu

mirongo isigura ivy' irema, tubona ko Data, Umwana, na Mpwemu Yera bose bakorera hamwe bafise intumbero imwe.

Nk' ubutatu bwo mw' ijuru bwakoranye mu gihe co kurema, ninako Data, Mwana, na Mpwemu Yera bakorana cane mu bikorwa vyo gucungura. Yohana 14 herekana abagize Imana uko ari batatu bunze ubumwe mu ntumbero yo gukiza ikiremwamuntu cazimiye. Umwe wese mu bagize umuryango w' Ubutatu Bweranda bw' Imana aba afie inshingano itandukanye n' iy'uwundi, ariko bose bagira uruhara k'umugambi umwe. Yesu ahuza ijuru n' isi akongera akadutegurira ikibanza co mw' ijuru (umurongo wa 1-3), aduhishurira Data, kandi akongera akaduhuza na Data (umurongo wa 6-11). Data yaturungikiye Abafasha babiri: Yesu na Mpwemu Yera (umurongo wa 16, 26). Igihe Yesu yava mu bigishwa agasubira mw' ijuru, Data yarungitse Mpwemu Yera kugira ngo yuzuze ikibanza kigaragara muri twebwe kandi kugira ngo dukomeze kubaho imbere y' Imana.

Bivuye ku kubaho kwa Mpwemu Yera, abigishwa bishimiye ivyiza babonye igihe Yesu yari adahari gusumba uko babibonye igihe yari akiri kumwe nabo (Yohana 16: 7). Muri Yohana 14-16, Yesu yerekanye Mpwemu Yera hamwe akoresheje insigarirazina yerekana ko ari umuntu, nta na rimwe vyabonetse ko Mpwemu Yera ari ikintu; Mpwemu Yera ni Umuntu agize Ubumana. Muri ibi bice vyo muri Yohana, Yesu na Mpwemu Yera biboneka ko bagiye mu buryo bubiri butandukanye: Yesu yasubiye mw' ijuru igihe Mpwemu Yera yari arungitswee kw' isi. Iki ni ikindi kintu kitwereka neza ko Mpwemu Yera ari Umuntu w' ingirakamaro, atandukanye na Yesu.

**Ivyo kwandika:**

Garuka muri ico gisomwa wandikishije amaboko hanyuma wige iyo mirongo.
- [Ca umuzingi] ku majambo, imvugo, ivyiyumviro vyagiye bigarukwako
- [Ca akarongo] musi y' amajambo, imvugo ngirakamaro kandi afise ubusobanuro ku bwawe
- [Shira akamenyetso k'umwampi] mu guhuza ijambo, imvugo ifitaniye isano n' iyindi mvugo/ijambo

Fata ku mutwe umurongo wakunezereye cane. Subiramwo uwandike ahantu incuro nyinshi kugira uwufate ku mutwe.
Ni iki twokora kugira ngo tumenye neza ko twiga Bibiliya mu buryo bwuzuye kandi tudatoranije ku ngingo runaka?
Ni irihe tandukaniro riri hagati ya Yesu na Mpwemu Yera? Ni ibiki bahuriyeho?

## GUTANGA INSIGURO

### Ubumwe bw' Imana

Bibiliya ivuga neza ibintu bibiri bisigutse kandi vy' ingirakamaro ubu: Ica mbere, ubumwe bw' ubutatu bweranda bwerekanwa henshi, mw' Isezerano rya Kera no mw' Isezerano Rishasha (Guteg 6: 4; Yes. 45: 5; Zek. 14: ; Abef 4: 4-6). Ukwo kwemera Imana imwe iboneka mu butatu nikwo gutanga itandukaniro ryaboneka hagati ya Isirayeli n' ayandi mahanga - iryo tandukaniro ririho n' ubu mu buryo busa n' ubwo nyene muri iki gihe cacu. Kwemera ubumwe bw' ubutatu bweranda bitandukanya abakristo n' ayandi madini y' amahanga yemera izindi mana. Ica kabiri, Bibiliya iratahuritse kubijanye n' ubutatu bweranda kuko yakoresheje incuro nyinshi "Twebwe" hoba mw' Isezerano rya Kera no mw' Isezerano Rishasha (Itang 1:26; 3:22; 11: 7). Uravye neza, ubumwe n' ubutatu bw' Imana vyose bisa nk'aho bitavuguruzanya, ariko turashobora kwumva uburyo bishoboka ko Imana iba imwe kandi iri muri ubu butatu mu gihe twatahuye uburyo umwe wese mu bagize uwo mugwi w' ubutatu akorana n' abandi.

Ku murongo wa 7-10, Yesu atangaza ko mu gihe tumubonye, tuba tubonye Data, bisigura ko Yesu na Data bari hafi na hafi ku buryo kubona no kwumva Umwe ari ukubona no kwumva uwundi. Ubumana ni nk' umugabo n' umugore ubuzima bwabo bwose basa nk' aho umwe aba azi ico uwundi yiyumvira, ariko ibi vyo kandi birenze aka karorero kuko babanye ubuziraherezo. Ubumwe n' ugukorera hamwe mu bashingiranywe biduha akarorero gatoya k' uburyo ubutatu bweranda bukora. Incuro zine zo mw' Isezerano Rishasha risubiramwo Itanguriro 2:24 ko abubakanye "bose bahinduka umubiri umwe" (Mat. 19: 5; Mariko 10: 8; 1 Kor. 6:16; Abanyefeso 5:31). Mu rugo rwiza, nta mugabo canke umugore atakaza indahiro yabo, ariko bahuza ubuzima bwabo kugira ngo babe mu buzima bushasha. Data, Umwana, na Mpwemu Yera umwe wese ni Imana mu buryo bwiwe ariko kandi bose bahujwe nk' umwe. "Hariho abantu batatu bazima bo mu butatu bwo mw' ijuru; Amazina y'izo nkomezi zitatu zikomeye ni Data, Umwana, na Mpwemu Yera - abakira Kristo kubwo kwizera kw' ukuri barabatizwa, kandi ubwo bubasha bwose uko ari butatu buzofashanya n' abumvira ivy' ijuru mu bikorwa vyabo vyo kuba basha no kugira ubuzima muri Kristo" (*Evangelism* [1946], 615). Abantu bahakana Ubutatu bweranda ntibagira ubwiza bwuzuye bwa kamere y' Imana muri bo. Mu butatu bweranda bw' Imana niho dushobora kubonera akarorero ka kamere yayo yo kwitanga. Nta muntu ari mu butatu bweranda ariho kugira ngo akorere wenyene. Buri wese arajwe ishinga no gukorera abandi.

Ubucuti buri hagati ya Yesu na Se buvugwa muri Yohana 14: 7-10 ni bumwe mu bucuti Yesu ashaka ko abamwakiriye bagiranira hagati yiwe no hagiti yabo na Mpwemu Yera (umurongo wa 17, 18). UMpwemu Yera yararungitswe ku mvo zo gukomeza

igikorwa Yesu yatanguje. “Mpwemu Yera ni Umufasha, mw’ izina rya Kristo. Yishushanya na Kristo, ariko ni umuntu ku giti ciwe” (*Manuscript Releases*, vol. 20 [1993], 324). Co kimwe na Data n’ Umwana, Mpwemu Yera afise amazina atandukanye nk’ uko tubisoma muri Bibiliya. Umurongo wa 17 usigura ko ari Mpwemu w’ ukuri, iri zina ryongeye kuboneka muri Yohana 15:26 na 16:13. iri zina ryemeza neza uruhara rwo kwigisha rwa Mpwemu Yera, kwemeza, no kwibutsa abantu ukuri. Nk’uko Yesu yazanye ukuri (Yohana 1:14), niko Mpwemu yasezeranywe akomeza igikorwa c’ ukuri.

Yesu arashaka kandi ko abamukurikiye bagirana ubucuti na Se. Umurongo wa 23 utanga isezerano ko Data yitayeho cane abasubiza urukundo rwiwe. Yipfuza kuba muri twebwe no kutugira inzu yiwe. Kuba rero Imana yera yipfuza gushinga ihema muri twebwe abantu bacumura natwe bisaba ko tuyigira nyambere, tukiga ivyayo tukanayihimbaza ibihe bidashira.

**Ivyo kwandika:**

Uhejeje kwihweza ca gice cawe wandika na ya mirongo washirako akatuzo, mbega ni ibihe bintu bidasanzwe wabonye vya bimenyetso vyawe bitegerezwa kwerekezako muri rusangi?
Mbega ni ibihe bibazo bica bivyuka uhejeje kwiga iki gisomwa? Mbega ni ibihe bice bigoye?
Mbega ni iyihe yindi nyifato ngenderwako n’ indunduro uca ubona?
Ni ubuhe buryo bumwe dushobora guhura Umwe wese wo mu Butatu Bweranda?

## IVYO KUGENDEREZA

Mbega ni irihe sano iyi mirongo ikurikira ifitaniye na Yohana 14:1–24?
Ubumwe b’ Imana:
- Gusubira mu Vyagezwe 6: 4
- Yesaya 46: 9, 10

Ubutatu:
- Itanguriro 1:26
- Matayo 3:16, 17
- Matayo 28:19, 20
- Abaheburayo 9:14

Uko Yesu yigabuye (Imana, Umuntu):
- Itanguriro 1:26
- Matayo 3:16, 17
- Matayo 28:19, 20
- Abaheburayo 9:14

Mpwemu Yera:

Matayo 12:31, 32
Yohana 15:26, 27
Yohana 16: 5-15

Ni iyihe yindi mirongo /ayandi masezerano biza mu bwenge bwawe usomye igisomwa c' urufatiro?

**Ivyo kwandika:**

Subiramwo imirongo wafashe ku mutwe yo muri Yohana 14:1–24.

**UBUTUMIRE**

**Kugirana ubumwe n'Ubutatu bweranda**

Uko igice ca Yohana 13 gihera vyongereza ubwaguke igice ca 14. Yesu yari yarahanuye ko Petero azomwihakana incuro zitatu imbere yo kuvuga ati: "Ntimuhagarike imitima .... ngiye kubategurira ahanyu ... ngo aho ndi namwe ariho muba "(14: 1-3). Mu gihe Yesu yabibwiye Petero, Toma niwe yaciye abaza iyo Yesu agiye n' uburyo we n' abandi bashobora kumenya iyo nzira (umurongo wa 5). Yesu yaciye asigura isano riri hagati Yiwe na Se kandi abasezeranira uwundi Mufasha azoza: Mpwemu Yera.

Yesu yabonye ko Petero atemera ivyo avuze hanyuma aca atanga Isezerano ryo kuzobana nawe ibihe vyose, ivyo vyose vyerekana ibintu vyinshi vy' ingirakamaro vyari bigize igikorwa ciwe nk' Umukiza wacu. Yesu arihangana kandi yifuza kudukiza, kubw' ivyo avugana urukundo mu gihe aba ariko atwereka amakosa yacu. Ntareka kuvuga ukuri n' ubwo vyoba bibabaje, yeretse Petero ubunyantegenke bwiwe bwo mu mpwemu, ariko kandi ntiyamutereranye ngo abure ivyizigiro, kuko yaciye atanga isezerano ryo kubana nawe ibihe vyose mw' ijuru. Mu kwishura mu buryo bworoshe ibibazo vya Toma na Filipo naho, Yesu yasiguye isano riri hagati y' Imana n' intumwa ziwe - bari bameze nk' abatavyumva n' ubwo bari bamaranye imyaka itatu na Kristo. Yesu yerekanye neza ko We na Se bafitanye umubano wagutse, agira ati: "Uwubonye jewe aba abonye Data" (14: 9). Amajambo n' ibikorwa vya Yesu vyerekana mu buryo budaca ku ruhande uwo Data ariwe kandi akaba aba muri Yesu (umurongo wa 10, 11). Biciye mu migenderanire afitanye na Se, Yesu yerekana uburyo natwe nk' abayoboke biwe dushobora kugira isano rya hafi n' Imana.

Muri iki gice, Yesu ntabwo yasigiye intumwa ziwe amasezerano y' amazu meza ari mw' ijuru gusa; Ahubwo yagiriyeko abereka ikintu cobafasha kuyagerako: Mpwemu Yera. Nk' uko dusanzwe tubizi abayobozi beza baha amahirwe abo bigisha kugira ngo bagere ku rugero rwo hejuru kandi banababasumvye gukora. Yesu nawe yaripfuje ikintu gisa n' ico mu kubwira intumwa ziwe, biciye mu gikorwa co gusenga, kwumvira, na Mpwemu Yera, bazakora ibikorwa bisumba n' iyo yakoze (umurongo wa 12). Yipfuza ko bogwira bakaba abantu benshi gusumba uko yari abafise bameze; Ntabwo yifuza

kugabanya intsinzi yabo canke ngo yishimire kuguma hejuru yabo nk’ uko abayobozi benshi b’ abantu babikora. Mu kugenda, Yesu yahaye akanya inkomezi za Mpwemu Yera kugira ngo intumwa ziwe bakore ibisumba igikorwa ciwe co kw’ isi. Biciye mu bigishwa biwe, igikorwa yatanguje categerezwa kubandanya no kwaguka.

Yesu ntiyishimiye gutanga ubutunzi bwiwe no kwemera kubana nawe ku bantu baboneka ko batunganye ahubwo yashimye kubisangira n’ intumwa ziwe n’ ubwo batari babikwiriye. Petero yari mu kwihakana Yesu incuro zitatu. Toma yahora amukekeranyako. Nta n’ umwe muri bo yari yitegiriye ivya kazoza kandi nta n’ umwe yari akwiye guhabwa izo nshingano canke kuronka intsinzi ya Yesu, ariko Yesu yihitiyemwo intumwa aba nabo bari badakwiriye, batizewe, badasanzwe, abatorera kuzokora ibikorwa bikomeye kuruta ivyo na Kristo ubwiwe yakoze. Ubuntu bwa Yesu ku ntumwa z’ inyantege nke, vyumvikana nk’ akarenganyo kandi n’ ibidasiguritse ariko bikwiye kuduha ivyizigiro bihambaye ko n’ubwo natwe turi abantu badakomeye, Yesu azobandanya gukorera ibikorwa bikomeye abamukurikira bicishije bugufi kandi bagakorana nawe.

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Iyumvire ku gisomwa ca mbere hanyuma urabe aho Yesu ari.<br>Ni utuhe tundi turorero tubona Yesu agira umwidondoro wiwe w’ uruhara afise mu Butatu?<br>Ni gute ubona Yesu ukundi canke ukongera kumubona bundi bushasha? |
| **Inyishu kw’ isengesho:** |

## IVYO KWIHWEZA
### Isezerano rya Mpwemu

Intumwa zari zitegurira gutanga icabona c’ imibereho n’ igikorwa ca Kristo. Kristo abakoresheje, yari agiye kubwira amahanga yose yo kw’ isi. Ariko gucishwa bugufi kugera no ku rupfu vya Kristo vyari bigiye kubazanira ikigeragezo gikomeye no gucika intege. Kugira ngo inyuma y’ ico kigeragezo bazagire ijambo rizima, Yesu abasezeranya agira ati: “Uwo mufasha ni we Mpwemu Yera... azobibutsa ivyo nababwiye vyose.”

Yabandanije kubabwira agira ati: “Nari ngifise vyinshi vyo kubabgira, ariko ntimushobora kuvyihanganira ubu. Arik’uwo Mpwemu w’ ukuri ni yaza, azobarongora abashitse ku kuri kwose, kukw atazovuga ivyo yigeneye, arikw ivy’ azokwumva vyose ni vyo azovuga, kand’ azobamenyesha ibigira bize.” Imbere y’ abigishwa biwe, Yesu yari akinguye umurima munini w’ ukuri. Yamara vyari bigoye cane gutandukanya inyigisho ziwe n’ imigenzo n’ izi’ imigirwa no kwishira hejuru vy’ abanyabwenge b’ ivyanditswe n’ abafarisayo. Bari barigishijwe ko bakwiriye kwumva ko inyigisho z’

abigisha amabwirizwa ari nk’ ijwi ry’ Imana ubwayo: Imitima yabo n’ ubwenge bwabo vyiyandikamwo inyigisho ya mbere bahawe. Ivyiyumviro vy’ isi kandi n’ ubutunzi ni vyo vyari bifise umwanya munini mu vyiyumviro vyabo. Ntabwo batahura uko ivy’ impwemu vy’ ubwami bwa Kristo bimeze, n’ubwo yari yarabahaye inyigisho nyinshi. Ubwenge bwabo bwari ntahomfatwa. Ntibabona agaciro k’ Ivyanditswe vyera bigishijwe na Yesu. Vyasa naho umugabane munini w’ ivyigisho yabahaye vyapfuye ubusa. Yesu yarabonye ko batigeze batahura ukuri kw’ amajambo yiwe. Yesu n’ impuhwe nyinshi abasezeranira ko Mpwemu Yera azobibutsa ivyo yababwiye. Kandi yari yirinze kubabwira ibintu batari biteguye kwihanganira. Ivyo ni vyo Mpwemu Yera yari agiye kubigisha. Uwo Mpwemu yategerezwa kubatera gutahura neza, kandi agatuma bakunda ivyo mw’ ijuru. Yesu yarababwiye ati: “Uwo Mpwemu w’ ukuri ni yaza, azobarongora abashitse ku kuri kwose, Yohana 16:13.”

Umufasha yiswe Mpwemu w’ ukuri. Igikorwa ciwe ni ico gutunganya nogukomeresha ukuri. Atangurira ku kuba mu mutima nka Mpwemu w’ ukuri, ukoniko ahinduka umufasha. Gufashwa n’ amahoro ni vyo bibanziriza ukuri, kuko hadashobora kubaho amahoro nyakuri n’ ubufasha nyakuri hakiriho kuzimira. Inyigisho z’ ibinyoma n’ imihango ipfuye, ni vyo satani yifashisha ngo yigarurire imitima bigatuma ayobora abantu mu bitari umunezero nyakuri, akagoreka imico yavyo. Mpwemu Yeta avuganira n’ ubwenge mu vyanditswe vyera hanyuma akandika ukuri mu mitima; bityo agahishura ivyari amakosa akavyirukana mu mitima. Ni
kubwa Mpwemu w’ ukuri Kristo yiha ubwoko bwiwe abatoranijwe mu buryo bw’ Ijambo ry’ Imana.

Yesu mu gusigurira intumwa igikorwa ca Mpwemu Yera, yashaka kubashikanako umunezero n’ ivyizigiro vyuzuye mu mutima wiwe. Yesu yashimishijwe no kwiyumvira ubutabazi bukomeye yari yateguriye ishengero ryiwe. Mpwemu Yera yari ingabire nziza gusunba izindi zose yashobora gusaba ngo zibe ku bwoko bwiwe. Mpwemu Yera yategerezwa gutangwa kugira ngo aje ahindura abantu abagira ivyaremwe bisha bitabaye bityo, gutangwa kwiwe kwaca kugira akamaro gato. Inkomezi z’ umubi zagiye zikuza amajambere mu bihe birebire kandi abantu bari baraheze muri ubwo buja bwa Satani, baritekanira. Kurwanya icaha no kugitsinda nta yindi nzira vyari gukundamwo bitavuye ku wa gatatu mu butatu bweranda; kuko atazanwa n’ ubushobozi buke ahubwo yerekana ukwuzura inkomezi z’ Imana. Mpwemu niwe adushoboza kugira inyungu mu gikorwa cakozwe n’ Umucunguzi w’ isi. Mpwemu niwe yeza umutima; niwe ashoboza umwizera gufatanya na kamere y’ ubutatu bweranda. Kristo yatanze ukubaho kw’ inkomezi z’ ubutatu bweranda muri uwo Mpwemu kugira ngo dushobore gutsinda ububi bwacu, bwaba ubwo twarazwe n’ abavyeyi canke ubwo twikwegeye kandi kugira ngo n’ ishengero na ryo rihabwe ikimenyetso c’ imico yayo.” (Ellen G. White, *The Desire of the Ages* [1898], 669–671.)

**Ivyo kwandika**:

Inyuma y'icigwa c'ikigabane co muri iyi ndwi, ni igiki gikwiye guhinduka mu buzima bwawe ku musi w'impongano ku ruhande rwawe?

Mbega ni hehe ivyo wize uzobikoresha? Mw' ishure, mu muryango, ku kazi hamwe no ku rusengero mu buzima bwawe rusangi?

Subira urabe kirya gice c' urufatiro. Mbega ni gute kijaniranye n' ivy' ubuzima bwawe mur' iri yinga?

## GUSUZUMA UBUMENYI

Sabikanya ivyo wabonye mu murongo wo gufata ku mutwe wa rino yinga kandi ubandanye n' ubumenyi bwose wungutse, ivyo wabonye, ibibazo wagize (canke vyo mu mugwi wawe). Fata ibibazo vyo guhanahanako ivyiyumviro n' abo musangiye umugwi.

Ni kangahe dushobora gutahura kamere y' Imana kandi ni kangahe iyi ngingo izokomeza kudahurika?

Ni gute dushobora kwemerera ubuyobozi bw' Imana mu gihe dukeneye kwiga ibintu bishasha? Ni gute dushobora kwemera ko mu vy' ukuri Imana ari yo ituyoboye?

Ni ibihe vyigwa dukura mu kumenya ko abakoranabushake b' Abadventiste bari bafise ivyiyumviro bitandukanye kuvyerekeranye n' Ubutatu bweranda?

Ni gute dushobora guhuza ubumwe n' ubwinshi bw' Imana?

Ni iki dushobora kwigira ku mubano wa Yesu na Se uboneka muri Yohana 14?

Ni iki dushobora kumenya ku kamaro k' ukuntu Mpwemu akora muri Yohana 14?

Ni mu buhe buryo wiyumvira ko Yesu yashaka kuvuga mu kubabwira ibikorwa vy' intumwa bizoba bisumba ibikorwa vyiwe?

Ni iki Yohana 14 hatwigisha kuvyerekeranye n' imigenderanire Imana ishaka kugirana natwe?

Ni iki kitubuza guhagarara ku nkomezi zacu bwite kikaduhimiriza kwemera cane inkomezi za Mpwemu Yera?

## IYINGA RY' 11: UBUTUMWA MU BIKORWA

Arik' Umwana w' umuntu ah' azozira afise ubgiza bgiwe ari kumwe n' abamarayika biwe bose, ni ho azovyagira ku ntebe yiwe y' ubgiza: amahanga yose azokoranirizwa mu nyonga ziwe, na we azobarobanura, nk' uk' umwungere arobanura intama mu mpene. Intama azoziherereza i buryo bgiwe, impene na zo i bumoso. Maz' Umwami azobgira abar' i buryo bgiwe, ati Ni muze, abo Data yahezagiye, muragwe ubgami mwateguriwe, uhereye ku kuremwa kw' isi. Nari nshonje, murangaburira, nari mfise inyota, mumpa ico nnywa; nar' ingirakamaro, mumpa indaro; nagenda gusa, muranyambika; nari ndwaye, muza kuraba uko mmeze; nari mw ibohero, muza kundaba. Maz' abagororotsi bazomubaza, bati Mwami, twakubonye ryari ushonje, tukakugaburira; cank' ufise inyota, tuguha ico unywa? Twakubonye ryari ur' ingezi, tuguha indaro; cank' ugenda gusa, tukakwambika? Twakubonye ryari urwaye, cank' uri mw ibohero, tuza kukuraba?

Umwami na we azobishura, ati Ndababgire ukuri: Ko mwabigiriye umwe mur' aba bene Data bari hanyuma y' abandi, ni jewe mwabigiriye. Maz' azobgira n' abar' i bumoso, ati Mva i ruhande, mwa bivume mwe, muje mu muriro utazima wateguriwe wa Murwanizi n' abamarayika biwe. Nari nshonje, ntimwangaburira; nari mfise inyota ntimwampa ico nnywa; nar' ingirakamaro, ntimwampa indaro; nagenda gusa, ntimwanyambika; nari ndwaye, nari mw ibohero, ntimwaza kundaba. hanyuma na bo bazomwishura, bati Mwami, twakubonye ryari ushonje, cank' ufise inyota, cank' ur' ingirakamaro, cank' ugenda gusa, cank' urwaye, cank' uri mw ibohero, ntitwagira ico tugukorera? Maz' azobishura, ati Ndababgire ukuri: Ko mutabigiriye umwe mur' aba bari hanyuma y' abandi, nanje ntimwabingiriye. Abo bazoja mu gihano kidashira, arikw abagororotsi bazoja mu bugingo budashira. Matayo 25:31–46

### INTANGAMARARA
### Gukora no ku bibazo vy' abenegihugu

Abahunjarume ba mbere b' Abadventiste abashingwamanza bashigikiye cane uguhera kw' ubucakara muri Amerika. Abadventiste bari bafitanye isano n' umugwi washaka gukuraho ubuja ku buryo kuba umu Adiventiste vyasa n' ibifitaniye isano no kwemera ko utanashigikiye ivy' ubugurano. Kudatahura gato ivyizerwa vy' Abadventiste vyatera umuntu kuvuga ko ishengero ryari rikwiye kwigisha ivy' ubutumwa bwiza no kwirinda rikareka kwivanga n' ibibazo bijanye na politike.

Perezida wa mbere wa Komferanse Jenerale, John Vyington, yakoresheje imirima yiwe nk' ikibanza gifasha abakora ivy'ubugurano guhunga kubw' ubwigenge bwabo. Ikinyamakuru "*The Advent Review and Sabbath Herald"* carahagaritswe muri leta zo mu bumanuko bwa Amerika kubera inyifato ikomeye yo kurwanya ubuja. James White, J.N. Andrew, J.N. Loughborough, na Uriah Smith bose batera ivyatsi ataco bisigarije

ubutegetsi bwa Amerika ku myifato yo gukoresha abantu ubuja kandi n' ukuntu Abanyamerika imiliyoni 3.5 bo muri Afrika baba muri iki gihugu bari bafashwe.

Ellen White yari mubatashigikiye ibwirizwa ryo mu 1850 ryabwira abatunze abakoreshwa ibikorwa vy'ubugurano ko umwumwe wese amusubiza kwa shebuja wiwe n' aho yoba nawe amukoresha bugurano canke yaramuhaye umwidegemvyo: "Ibwirizwa ry' igihugu ridusaba guha abaja ba shebuja, twebwe ntituzoryumvira; kandi tuzokwemera ingaruka zo kurenga kuri iri bwirizwa "(Ellen White, *Testimonies for the Church*, vol. 1 [1855], 201). Ellen White yizera kandi ko abantu bakoresha abaja canke bagashigikira reta ya America mu kwemera kugira abantu abaja bategerezwa gusezererwa muri iryo shengero kugira ngo izina ry' iryo shengero rishobore kurindwa, yaragize ati: "Ubwirizwa kumenyekanisha ko ata bantu nk'abo mu bari muri twebwe kandi ko tutiteguriye kujana nabo mw' ishengero ryacu" (*Ibid*., p. 359). Abatwitangiye imbere mu kwizera ntibagira imico itandukanye mu vyo bemera ku vy' Isabato n' Ihema Ryera gusa ahubwo no mu bice vy' ibiboneka, baharanira ivugurura ry' abenegihugu rifise imishinge iva muri Bibiliya. Inyuma yaho iryo shengero ryinjiye mu rugendo rwo kwirinda, rwashigikira guhagarika kunywa inzoga.

Iyi ncamake y' akahise kacu ishushanya ishengero ryuzuye mu buryo bwo mu mpwemu no mubw' umubiri. Ni ngirakamaro kwigira kw' iragi ryacu ryo mu mpwemu ariko bikaba birushirijeho iyo tumenye uko abatubanjirije babayeho bakurikiza inshingano za Bibiliya kugira ngo twebwe dushobore kubona inzira yo kumenya, guhuza, no gushira mu bikorwa ingingo ngenderwako zo mu buzima bwacu.

**Ivyo kwandika**:

| |
|---|
| Koporora Matayo 25:31–46. Urashobora kandi kwandika ico gisomwa ukoresheje amajambo yawe bwite, canke ukoresheje incamake y' ico gice. |

## KWINJIRA MW' IDO N' IDO
## Kugarariza no Kwizera kwa Gikristo

Igihe abahunjarume batwitangiye imbere bari bategeranye igishika kugaruka kwa Yesu, bamenye ko bari babayeho mu gihe c' urubanza aho umuntu wese azohamagarirwa gutanga ubuzima bwiwe imbere y' Imana. Ku bijanye n' ubugizibwanabi buciye mu rudandazwa rw' abagurano kandi bikemerwa n' amabwirizwa, Ellen White yaranditse ati: "Ijuru ryose rirabana ishavu abantu, batesheje agaciro bagenzi babo kugeza ku rugero rwo hasi yo guteshwa agaciro aho babafata nk' ibikoko. Abamarayika baravyanditse vyose; vyanditswe mu gitabu. Amosozi y' abaja b' abagabo n' abagore, abavyeyi n' abana, benewacu na bashiki bacu, bose amarira yabo yatembeye mu macupa ari mw' ijuru". (*Early writings* [1882], 275). Ukwizera kwabo ku kugaruka kwa Yesu hamwe n'imanza Imana yari yimirije gusomera isi

vyabashishikarije kurwanya ubuja bwo muri Amerika. N'ubwo vyari ibihe bitoroshe mu mateka ya Amerika kuko bari mu ntambara y' amaraso (Blood war) mu myaka yo mu 1860, abahunjarume batwitangiye imbere ntibacitse intege mu kunegurira ku mugaragaro urudandazwa rw' abaja. Mu 1857, J.N. Andrew yaranditse ati: "Mu mugambi ujejwe ivy' ubuja, kugeza ubu biribonekeza cane ko mpwemu w' ikiyoka ari mu mitima w' iki gihugu c' indyarya" (The Three Angels of Rev. XIV," in *Advent Review, and Sabbath Herald*, vol. 9, no. 20 [19 March], 156). Kuri J.N. Andrew n' abandi bapayiniya b' Abadventiste, ubucakara bwari icabona ko n' ubwo Amerika yari yuzuye abakristo binjira mu masengero buri Dimanche, ibikorwa vyinshi vyayoborwa na mpwemu mbi.

Mu gihe ubuja bwari bukiriho, Abadventiste bahuye n'ico kibazo hanyuma babahamagarira kwihana no kwubaka ivyasambutse. Ellen White kandi yiyemeje kurenga ku mabwirizwa y' igihugu mu gufasha abaja gutoroka mu gihe vyaba bikunze. Mu myaka yo mu 1890, ubuja bumaze kuvaho, Ellen White yanditse igitabu citwa *The Southern Work*, igitabu cahamagarira ishengero gufasha abahoze ari abaja babohotse. Mu myaka yo mu 1890, Leta zunze ubumwe za Amerika cari ikibanza cambere kitakiriye neza ubutumwa, aho ivangura rishingiye ku moko ryateje ububisha no kurenganya abantu bafatiye kw' ivangura ry' urukoba. White yatanguye kwubaka amashuri n' ibindi bigo kugira ngo abirabure nabo bahatorere akoyoko. Ku myaka 44, hagati muri ivyo bibazo vyose n' ubugizibwanabi, umuhungu wa Ellen White yitwa Edson yari mubavangura amoko nawe yarahindutse kandi agira umuhamagaro wo kuja gukorera mu bumanuko bwa Amerika. Edson yatanze ibintu vyiwe vyose, yimukira mu bumanuko kugira ngo afashe igikorwa co kwamamaza ubutumwa bwiza mu baja bari baherutse kurekurwa bagashinga amashuri, amazu asohora ibitabu, n' amashengero mu karere kose.

Abagize uruhara mu gufasha abakandamijwe bakurikiza amabwirizwa Yesu yahaye abigishwa biiwe mu nyigisho yiwe ya nyuma, yanditswe muri Matayo 25. Guhera mu gice kibanziriza iki, ubu butumwa bwari inyishu ku kibazo abigishwa babajije: "ivyo bizobaho ryari, kand' ikimenyetso kizoba iki c' ukuza kwawe n' ic' umuhero w' isi?" (24: 3). Igice ca 25 gifise imigani itatu, umwe wose uvuga ivyo Kugaruka kwa Kristo mu buryo bumwe. Uwa mbere ni wa mugani w' inkumi icumi, twarabiye hamwe mu gice ca mbere. Uvuga kuvyerekeranye no kwitegura ku giti cawe n' igikenewe kugira ngo Kristo agaruke asanga witeguye. Ibi bikurikirwa n' umugani w' ababikijwe italanto, uwu nawo ushimangira akamaro ko gukora kugira ngo agakiza kaboneke no ku bandi.

Umugani wanyuma, werekana Umwami atandukanya impene zigabitanya n' intama zigororoka, uwu nawo werekana mu buryo bworoshe gutahura ukuntu tuzoshirwa ku munzane. Igikorwa cacu c' ivugabutumwa ntaco kizodufasha mu gihe tuzoba twaragishizemwo ukwikunda, tugahora tukironderamwo ivyiza. Ibikorwa

vyinshi vy’ amadini y’ iki gihe ni ibikorerwa ku mugaragaro. Abantu barakunda cane kwemera ivyo babona, ariko si bwo buryo Yesu atwemeramwo. Imigwi yompi iboneka mu mugani w’ intama n’ impene iratangaje kuko ibikorwa vyabo canke kutagira ico bakora nibo bavyimenyera ubwabo. Abantu bahagarariwe n’ impene ntibari bitezweko ko bazocirirwa urubanza rubi kuko baboneka nk’ abantu bafise akamaro ariko atako, kandi abahagarariwe n’ intama ntibari bitezwe ko bazohemberwa n’ ukuntu bafasha abatagira ikibafasha, kuko akenshi aho babikora ntibamenya ko babikoze.

**Ivyo kwandika:**

Garuka muri ico gisomwa wandikishije amaboko hanyuma wige iyo mirongo
- [Ca umuzingi] kumajambo, imvugo, ivyiyumviro vyagiye bigarukwako
- [Ca akarongo] musi y’ amajambo, imvugo ngirakamaro kandi afise ubusobanuro ku bwawe
- [Shira akamenyetso k’umwampi] mu guhuza ijambo, imvugo ifitaniye isano n’ iyindi mvugo/ijambo

Fata ku mutwe umurongo wakunezereye cane. Subiramwo uwandike ahantu incuro nyinshi kugira uwufate ku mutwe.

Ni mu buhe buryo umugani w’ intama n’ impene utwigisha ku vyerekeranye n’ ukugaruka kwa kabiri kwa Kristo?

Ni gute dushobora kurenga kugufasha abantu kuberako dushaka ko abandi babibona?

## GUTANGA INSIGURO

### Subira ku vy’ ingirakamaro

Umugani w’ intama n’impene utangurana n’imvugo yo guca imanza kandi intama n’impene biratandukanye ku mubiri. Ibi bikoko bihagarariye amahanga yose, ntabwo ari agace kamwe k’ isi, kandi bikoraniye imbere y’ Umwana w’ umuntu mu ntumbero yo kwerekana urubanza rwa nyuma kw’ isi. Itandukaniro ribonekera hagati y’ intama ziri iburyo, bisigura ngo kugira icubahiro n’umugisha, n’impene ziri ibubamfu, vyerekana ko zitemewe.

Imirongo ya 34-36 yerekana ingero zihabwa abagororotsi - bazoragwa ubwami - hanyuma isigura impamvu bahabwa iryo ragi. Iki gice cerekana uturorero dutandatu tw’ ibikorwa bakoze: kugaburira abashonje, guha ico kunywa abanyotewe, gufasha umuntu batazi, kwambika abagenda gusa, kugendera abarwayi, no kugendera abafunzwe. Ku murongo wa 37–39, bishuye batangaye, babaza igihe bakoreye ivyo bintu vyose.

Isi y’ iki gihe yuzuyemwo imbuga ngurukanabumenyi, aho benshi bakunda kuzikoresha kugira babone ababa babakunze (like), gutanga iciyumviro, n’ abababakurikira, aho ibikorwa vyiza bikunze gufatwa amashusho bikamanikwa kugira

ngo bihimirize abandi gukora neza. N'ubwo kumanika ibikorwa vyiza bishobora kugira ingaruka zo gutera abandi gukora ibikorwa vyiza, icibonekeza cane ni uko kwerekana k'umugaragaro ineza akenshi biterwa no gushaka kwironkera abagukurikira.

Iciza c' uyu mugani ni uko abagororotsi batari bazi n' ico bakoze kugira ngo baronke ingero. Ibi vyavuye ku tuntu dusanzwe mu buzima bwabo ku buryo batanavyibuka ibi bisigura ko incuro nyinshi bagiye baronsa abandi ivyo bakeneye. Inyishu ku kibazo cabo iboneka ku murongo wa 37-39, Yesu yigereranya n' abakene, abantu bo hasi cane mubo tubana, atangaza ko iyo tubakoreye ivyo, tuba tubimukoreye. Mu buryo nk' ubwo rero vyumvikana ko abirengagije abakene baba birengagije Yesu. Kenshi na kenshi abantu baha agaciro gukorera abantu b' ingirakamaro bakirengagiza abo hasi, ariko turabiye muri uyu mugani, Yesu araduhindura ivyo vyiyumviro vyose.

Akamaro ko gukorera abandi kongeye gushimangirwa mu gitabu Uwipfuzwa Ibihe Vyose: "Igihe amahanga azokoranira imbere yiwe, hazoba imigwi ibiri, kandi iherezo ryabo ry' iteka rizagenwa n' ivyo bakoze canke birengagije gukorera umuntu w' umukene n' uwubabazwa" (Ellen White [1898], 637).

**Ivyo kwandika:**

Uhejeje kwihweza ca gice cawe wandika na ya mirongo washirako akatuzo, mbega ni ibihe bintu bidasanzwe wabonye vya bimenyetso vyawe bitegerezwa kwerekezako muri rusangi?

Mbega ni ibihe bibazo bica bivyuka uhejeje kwiga iki gisomwa? Mbega ni ibihe bice bigoye?

Mbega ni iyihe yindi nyifato ngenderwako n' indunduro uca ubona?

## IVYO KUGENDEREZA

Mbega ni irihe sano iyi mirongo ikurikira ifitaniye na Matayo 25:31–46?

1Yohana 4: 7
Matayo 7:12
Imigani 24:11
Matayo 7: 21-23
Matayo 5: 43-48
Mika 6: 8
Yohana 13:35
Abagalatiya 6: 2

Ni iyihe yindi mirongo /ayandi masezerano biza mu bwenge bwawe usomye igisomwa c' urufatiro?

**Ivyo kwandika:**

Subiramwo imirongo wafashe ku mutwe yo muri Matayo 25:31–46.

## UBUTUMIRE
### Kugira imico itandukanye

Urukundo dukunda Imana rubonekera mu buryo dukunda abadukikije. Igikorwa ca Yesu n' umurimo wiwe vyerekana uku kuri kuko yari intangarugero y' urukundo ruzira kwikunda. Uwu mugani wo muri Matayo 25 n' uwo kumenya abakorera Imana mu vy' ukuri bagakora ivyo Yesu yakoze. Aha hari insiguro nyinshi za Yesu amarana umwanya munini n' abantu batandukanye bo hasi mu ntumbero yo kwigisha abigishwa biwe igikorwa c' ukuri ico arico. Abakurikira Yesu bigana iyi nyifato, ariko ikaba ibwina muri bo ku buryo babikora batazi akamaro k' ibikorwa vyabo.

Yesu Wewe yakoze ibirenze kubwira ubutumwa abakumirwa. Kristo yarabiyegereje, arabibwira, yiringaniza nabo cane ku buryo yatweretse ko kwanka abakumirwa ataho bitaniye no kumukumira. Hano Yesu aboneka nk' Imana ifise imico itandukanye, yigereranya n' abakene, abarwayi, abafunzwe, abashonje, abafise inyota, kandi n' abambaye ubusa. Ibi bitandukanye n' uko abayobozi bo mw' isi n' abatunzi babibona kuko bo bumva ko kuba uwuhambaye ari kuba mu kibanza aho abakene n' abatagira igifasha badashobora kugera, ariko Yesu nta soni agira zo kwegera uwu mugwi.

Kristo yakoze ibi bintu vy' imico itandukanye kugira ngo abantu bafate ingingo bazi neza kuvyerekeye imico yiwe, kandi abakurikira bategerezwa gukora mu buryo nawe yakozemwo. Dutegerezwa kuba hamwe n' abarenganywa ku buryo bihinduka igice c' ingirakamaro kubo turibo. Igihe umusi w'urubanza uzoba uje ubunararibonye mu vyo dukora, urugero rw' ubutunzi dufise, icubahiro cacu canke se ivyo vyose bijanye n' iyi si bizokurwaho, Imana izosigara irondera abagararije n' abakoze ibikorwa vyiza vyo kwitanga.

Birakunze kuvugwa ko dushobora kubwira umuntu uwo ariwe dukurikije uwo bamarana umwanya munini. Bamwe muri twebwe tugerageza kurondera incuti n' abantu badusumba mu vyo dukora canke bo mu bigo bikomeye kugira ngo dutere imbere kandi dushobore kwihesha agaciro. Mu kugerageza guteza imbere umwuga, uburezi, hamwe no kurondera amafaranga, akenshi turondera abajenama babishoboye. Yesu ntabwo yigera arwanya n'umwe muri twebwe kuba yogira ico agerako mu buzima, ariko uwu mugani werekana intsinzi isumba izindi. Kuri Yesu, gutsinda ni ugukorera abandi. Ubutumwa bw' ubuzima bwiwe bwose bwashingiye ku gukorera abandi: "Kuko na none Umwana w' umuntu atazanywe no gukorerwa, atar' ugukorera abandi, no gutanga ubugingo bgiwe kw incungu ya benshi." (Mariko 10:45).

Abajenama b’ ingirakamaro cane gusumba abandi bose ni abatwigisha uburyo bwo kubaho neza ubuzima bwo kwitangira Imana no gukorera abandi.

Gukorera abakene ntibishobora guhindura mu buryo bwihuse, ariko birashobora kuba impamvu Yesu yabishimangiye cane nk’ imvo zizotuma atwemera ko twamufashije tutiriwe turavyerekana. Mbega twoba turiko turabikora kugira ngo tubone gukurikiranwa cane canke kumenyekana, canke turabikora kubw’ urukundo - mu gihe ata nyungu zo kw’ isi dukeneye namba? Muri make, Yesu yaje kw’isi kuko ariwe RUKUNDO, kandi yasezeraniye abamwemera ko azobaha uwu muco kuko ariwo werekana Yesu uwo ariwe.

**Ivyo kwandika**:

| |
|---|
| Iyumvire ku gisomwa ca mbere hanyuma urabe aho Yesu ari.<br><br>Ni mu buhe buryo tuba abaneshi mu maso y’ Imana?<br><br>Ni gute dushobora kwemeza ko dukorera kubw’ impamvu zikwiriye naho vyotuviramwo gushimwa canke duhembwa kub’ ico gikorwa?<br><br>Ni gute ubona Yesu ukundi canke ukongera kumubona bundi bushasha? |
| **Inyishu kw’ isengesho:** |

## IVYO KWIHWEZA
### Kugera ikirenge mu ca Yesu

Igihe mwatangana ukwikunda umutsima wanyu muwuha abakene bishwe n’ inzara, kandi igihe mwatanga uduhuzu twatabutse ngo muriko mwambika abishwe n’ imbeho, mbega mwoba mwariyumviriye ko mwabiha Umwami w’ icubahiro? Mu gihe co kubaho kwanyu kwose nari ndi kumwe namwe mboneka muri ba bandi bari inyuma y’ abandi ariko ntimwandondeye. Mwanse gushikirana nanje, rero nanje sindabazi.

Hariho ababona ko kuja kuraba aho Yesu yabaye ari igikorwa c’ ingirakamaro, bagaca mu nzira yacamwo bakihweza ikiyaga c’ aho yakunda kwigishiriza, kandi bakaraba udusozi n’ ibiyaya amaso yiwe yitegereje. Ariko si nkenerwa cane kuja i Nazareti, i Kaperinawumu canke i Betaniya kugira ngo ugere ikirenge mu ca Yesu. uzobona intambwe z’ ibirenge vyiwe imbere y’ igitanda c’ umurwayi, mu tururi tw’ abakene, mu mayira nyabagendwa yo mu bisagara vyacu, hahandi dusanga abantu bafise imitima ikeneye gufashwa. Mukwigana ivyo Yesu yakorera hano kw’ isi, ni bwo tuzoba tugeze ikirenge mu ciwe.

Buri wese afise ico yokora. «Aboro muramana imisi yose» (Yoh 12:8) Niko Yesu yavuze; nta n’ umwe akwiriye kwibwira ko ata mwanya afise mu gikorwa ciwe. Amamiliyoni y’ abantu agiye kuranduka abohewe mu kutamenya no mu vyaha, kubera

ko batigeze bumva aho bavuga urukundo rwa Kristo. Iyo tuza kuba mu mwanya wa bariya bantu, twari kwifuza ko dukorerwa iki? Ubwo rero dufise inshingano idutegeka kubikora, mu rugero rw' ubushobozi bwacu. Ibwirizwa ryashizweho na Kristo, rizotuma duhagarara dushikamye canke tugatsindwa ku musi w' urubanza ni iri ngo: "Nukw' ivyo mutegerezwa ko abantu babagirira vyose mube ari ko mubibagirira namwe. Matayo 7:12"

Umukiza yatanze ubugingo bwiwe bw' igiciro kugira ngo acungure ishengero rizita ku mitima ibabaye kandi igeragezwa. Umugwi w' abizera urashobora kuba ukenye kandi urimwo abantu birengagijwe, ariko bafashijwe na Kristo barahobora gukorera igikorwa imuhira mu babanyi, mw' ishengero, mbere na kure, kandi umwimbu uzokomeza kuboneka kugeza ibihe vyose.

Kubera ko iki gikorwa cirengagijwe nico gituma abigishwa B' imiyabaga batagera kure mu kumenya Kristo. Umuco wamurikiye imitima yabo igihe Yesu yababwira ati: "ivyaha vyawe urabibabariwe," bari bakwiriye kuwufata neza mu gufasha abababaye. Inkomezi za gisore akenshi zishira urwaruka mu ngorane, zari zikwiriye kwakira ubuyobozi butunganye bwigisha gukora ivyiza kandi bigenze uko inarije yokwibagirana hanyuma bakagira umwete wo gukorera abandi ivyiza. (Ellen White, *The Desire of Ages* [1898], 640.)

Ahantu hose hari ivyiyumviro vyo gusubiriza ibikorwa vy' imiryango n' inkomezi z" umuntu ku giti ciwe. Ubwenge bwa kimuntu bukunda guhuriza hamwe, bugamije kwubaka amashengero ibigo bikomeye. Abantu benshi bava mubigo n' imiryango bagashima kwikorana; badashaka kuba hamwe n' abandi, imitima yabo iragumarara. Gukunda Imana n' abantu birahera, bikabavamwo. Kristo yahaye abamwemera igikorwa cihariye, -igikorwa kidashobora gukorwa n' umuntu atari kumwe n' abandi canke uwudashaka kwegera abakeneye ubufasha bwiwe. Igikorwa co kubwira ubutumwa abarwayi n' abakene, gutanga ubutumwa bwiza kubazimiye, ntutegerezwa gusigara muri abo batumwe canke kuba mu muryango ufasha abandi. Inshingano z' umuntu yahawe ku giti ciwe, inkomezi z' umuntu yahawe ku giti ciwe n' ikimazi ciwe, nico gisabwa mu kuvuga ubutumwa bwiza (*The Ministry of Healing* [1905], 147).

**Ivyo kwandika:**

Inyuma yo kwiga iki gice co muri rino yinga, mbega ni ibihe bintu ubona ushobora gukurikiza ubwawe mu buzima bwawe?
Mbega ni hehe ivyo wize uzobikoresha? Mw' ishure, mu muryango, ku kazi hamwe no ku rusengero mu buzima bwawe rusangi?
Subira urabe kirya gice c' urufatiro. Mbega ni gute kijaniranye n' ivy' ubuzima bwawe mur' iri yinga?

## GUSUZUMA UBUMENYI

Sabikanya ivyo wabonye mu murongo wo gufata ku mutwe wa rino yinga kandi ubandanye n' ubumenyi bwose wungutse, ivyo wabonye, ibibazo wagize (canke vyo mu mugwi wawe). Fata ibibazo vyo guhanahanirako ivyiyumviro n' abo musangiye umugwi.

Ni iyihe migwi y' abantu itandatu agereranya Yesu yanditse muri Matayo 25:35, 36?

Ni ibihe bintu bibiri Yesu akoresha mu gutandukanya amahanga mu gihe c' urubanza?

Ni iki twiga ku mico ya Yesu igihe yimenyekanisha kandi akiyegereza cane abantu bo hasi y' abandi?

Ni gute Yesu yari afise imico itandukanye ariko agashima kwifadikanya n' abakene?

Abadventiste ba mbere bagize uruhara mu gukuraho no kudashigikira ubuja. Ni ibihe vyigwa dushobora kwigira ku buryo dutegerezwa gusubiza ibibazo vy' ubuzima muri iki gihe?

Ni ibihe bintu bidutera kuba kure y'abantu twahamagariwe kubwira ubutumwa?

Ihinduka rya Edson White ryamuteye kuba umuvugabutumwa kandi cari kimwe mu bibazo bitoroshe mu gihe ciwe. Mbega twokwishura dute iyo tubonye ubutumwa butoroshe?

Ni iki kibuza amashengero yacu kwiyemeza gukorera abantu aho tubaye?

Ni gute dushobora kwifata mu bibazo bishobora kutubuza gukorera abatishoboye?

Ni izihe mpamvu dukwiye kugira mu gihe dukorera abandi? Twokora iki mu gihe tumenye ko dukora kubw' imvo zitari zo?

**Kugira ngo urabe amasanamu ajanye n' iki cigwa, koresha iyi miyoboro (link) iri aha hepfo:**

https://lineagejourney.com/video_episodes/46-adventists-abolition-and-oakwood
https://lineagejourney.com/video_episodes/42-edson-white-his-work-and-conversion
https://lineagejourney.com/video_episodes/43-the-morning-star

## IYINGA RY' 12: UBUTUMWA BWANYUMA

Kandi mbona umumarayika wundi aguruka yatiriye ijuru, afise ubutumwa bgiza butazoshira bgo kubarira ababa kw isi n'amahanga yose n'imiryango yose n'indimi zose n'amoko yose. Avuga n'ijwi rirenga, ati Mwubahe Imana, muyihimbaze, kukw igihe c'amateka yayo gishitse, musenge iyaremye ijuru n'isi n'ikiyaga n'amasoko y' amazi.

Umumarayika wundi wa kabiri akurikirirako, ati Kirakomvomvotse, kirakomvomvotse, Babuloni, ca gisagara gihambaye, cateretse amahanga yose vino ni yo burake bg' ubushakanyi bgaco. Umumarayika wundi wa gatatu akurikirirako, avuga n'ijwi rirenga, ati Ni hagira umuntu asenga ca gikoko n'igishushanyo caco, akemera gushirwakw ikimenyetso mu ruhanga canke ku kiganza, uwo na we azonywa kuri vino, ni yo burake bg' Imana, yiteguwe idafunguye mu gakarabo k' uburake bgayo. Kand' azobabarizwa n'umuriro n'amazuku imbere y' abamarayika bera n'imbere ya wa Mwagazi. Umwotsi wo kubabazwa kwabo upfunduka ibihe bitazoshira, kandi ntibaruhuka ku murango no mw ijoro, abasenze ca gikoko n'igishushanyo caco, umuntu wese yemeye gushirwakw ikimenyetso c'izina ryaco. Aho ni ho ukwihangana kw' abera guserukira, bitondera ivyagezwe n'Imana n'ukwizera Yesu.
Ivyahishuriwe Yohana 14:6-12

## INTANGAMARARA
### Ubutumwa kw' isi yose

Mu bihugu 235 bizwi na ONU muri iki gihe, ishengero ry' Abadventiste b' Umusi w' Indwi rimaze kugera mu bishika 218. Kuba Ishengero ry' Abadventiste b' Umusi w' Indwi ryarashitse kw' isi yose vyerekana uburyo twafatanye inguvu kandi dushira mu ngiro inshingano zacu zo kuvuga ubutumwa bwiza " ku mahanga yose, mu moko yose, indimi zose, ku bantu bose " (Ivyah 14: 6). Kubona ibikorwa vyacu vyashitse ku bice birenga 90 kw' ijana vy' ibihugu vyo kw' isi birashimishije, ariko no mu bihugu ishengero ryacu ryagezemwo, haracariho abantu barenga ama miriyaridi batarigera bumva izina rya Yesu wanashaka batazi n'ubutumwa bw' Abadventiste. Inshingano y' ishengero ry'Abadventiste b' Umusi w' Indwi kw' isi yose ni kujana ubutumwa bwiza kuko nta rindi shengero kw' isi rifise ubwo butumwa.

Mu buryo butandukanijwe kandi bugira ku ngingo imwe, ubutumwa bw' Abadventiste bufundikiriye mu butumwa bw' abamarayika batatu babonekz mu Vyahishuriwe Yohana 14: 6-12. Bafise ubutumwa bwiza bw' ibihe bidashira. Umumarayika wa mbere aramenyesha ko igihe co guca urubanza rw' Imana kigeze, nk' uko twavyize ducishije mu nyigisho z' ihema ryera n'ubuhanuzi bw' imisi 2300. Umumarayika wa kabiri ashira ku mugaragaro ivyaha vya Babuloni. Umumarayika wa gatatu nawe atanga imburi abwira abantu kwirinda kwakira ikimenyetso c'igikoko kandi ahamagarira abantu kwubahiriza amabwirizwa y' Imana no kwizera Yesu.

Ubutumwa bwa marayika wa gatatu burahakana amabwirizwa y' igihugu ico arico cose cohatira abantu gusenga mu buryo bunyuranyije n'amabwirizwa y' Imana. Umwidegemvyo mu vy' idini ni ingingo shingiro yo kuburira ko bokwitonda kugira ntibakire ikimenyetso c'igikoko. Ubutumwa bwo mu Vyahishuriwe Yohana 14 buduha insiguro ku nyigisho y' urupfu (umurongo wa 13) kandi buyitanga mu ntumbero yo gutegurira abantu kugaruka kwa kabiri kwa Kristo (umurongo wa 14). Buri ngingo muri izi, harimwo amabwirizwa, Isabato, ihema ryera, urubanza, urupfu, ukugaruka kwa Kisto, hamwe n'uwidegemvyo mu vy' idini vyose vyarasiguwe neza kandi vyemerezwa ku mugaragaro mu myaka yakurikiye uw' 1844.

Incamake y' ubutumwa bw' abamarayika batatu bwanditswe ku ncuro ya mbere mu gitabo citwa A Word to the Little Flock canditswe na Joseph Bates, James White na Ellen White hari mu 1846. Kuva ico gihe, gutahura kwacu kwo kuri iyi mirongo y' ingirakamaro kwarushirijeho kwiyongera, ariko ntivyigeze bihinduka. Ubutumwa bw' abamarayika batatu bwerekana muri make imburi ya nyuma y' Ivyahishuriwe Yohana n' umuhamagaro wa nyuma. Ubu butumwa kandi bubwirizwa kugera kuri buri mugabo, umugore, n' umwana imbere yuko Yesu agaruka. Ubu butumwa butanga inzira yo gutahura n' ubutumwa bw' Ishengero ry' Abadventiste b' umusi w' Indwi. Iri yinga kizodufungurira insiguro zabwo n' akamaro kabwo.

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Koporora Ivyahishuriwe Yohana 14:6–12. Urashobora kandi kwandika ico gisomwa ukoresheje amajambo yawe bwite, canke ukoresheje incamake y' ico gice. |

## KWINJIRA MW' IDO N' IDO
### Umuhamagaro wo kwitegura

Ubu butumwa buri gihe bwagize ingaruka zikomeye ahantu hose bwasigurwa. Ubuteranije n' ukuntu biboneka neza ko Imana yegereje guca urubanza kw' isi, abavugabutumwa b' Abadventiste ba mbere basaba ababa babateze amatwi kwitegurira ukugaruka kwa Kristo. Mpwemu Yera yashishikarije abantu benshi guhinduriza imitima yabo ku Mana binyuze muri iyo mihamaharo. Ufatiye ku gusigura kwabo kuvyerekeranye n' imisi 2300 iboneka muri Daniyeli 8: 14, Abadivantiste ba mbere b' abamilerite baharuye ko Yesu azoboneka mu bicu vyo mw' ijuru kugira ngo atabare ubwoko bwiwe kandi acire urubanza ababi mu rushana rwo mu 1844. Igihe bitari bibaye mu gihe cari giteganijwe, barabandanije kwiga Bibiliya hanyuma bemeza ko azoza kw' itarike 22 Gitugutuu 1844 bawuha n' izina nk' umusi wo kugaruka k' Umwami wabo.

Ico gihe, nta ciyumviro cari gihari co gushinga ishengero rishasha; hari gusa ibikorwa vyinshi vy' ikangura. Kugeza mu 1844, umubano hagati y' abizera b' Abadventiste n' amashengero yandi yari yarashinzwe wari waramaze kuba mubi.

Amashengero yandi ntiyarakira neza ababwiriza b' Abadventiste abo baba bamaranye imyaka myinshi hanyuma bakaja kuba Abadventiste kandi batanguye no kubima akanya ko kubareka ngo badigure. Kubera iyo mvo, Abadventiste bumvise bagize umuhamagaro wo gukora ikintu badashaka gukora; batangiye kwitandukanya n' amashengero yandi. Igihe batakibakira neza, bamenye ko igihe kigeze co gusohoka. Kwiga ubutumwa bwa marayika wa kabiri mu Vyahishuriwe Yohana 14: 8, vyabateye gutahura ko amashengero menshi yaguye mu vya mpwemu kandi ko batagishoboye kuba muri bo. Mu ci ryo mu 1844, abizera bagera ku 50.000 bavuye mu mashengero yabo. Igihe c' amezi n' amayinga vyabanjirije 22 Gitugu catanze umwanya wo kugira ubumwe, kwatura, kwicisha bugufi, gutandukana n' isi, kugira urukundo rwimbitse rwa kivandimwe bemera inyigisho z' Abadventiste. Ivyizigiro vyabo vyinshi vyacitse intege cane ubwo 22 Gitugutu yarengana atakibaye. Benshi baraguye abandi bashiraho ayandi matariki mashasha. Biciye mu bushakashatsi bundi bwa Bibiliya, abantu bake gusa ni bo bemeje ko ikosa ryatewe no gusigura nabi ivyabaye. Muri uku guta ivyizigiro guhambaye, niho ubutumwa bw' abamarayika batatu bwatanguriye gutangazwa n' inkomezi nyinshi kandi bitahuritse neza.

Umugambi wa Satani mu ntambara ya nyuma iboneka mu Vyahishuriwe Yohana 13 mu gihe ubutumwa bw' Imana bwerekanwe mu gice ca 14. Inshingano ya twese rero yo mu Vyahishuriwe Yohana 14: 6 ikwiriye kubwirwa abantu bose bo kw' isi nk' uko tubibona mu Vyahishuriwe Yohana 10:11. Igice ca 10 cerekana ugutakaza ivyizigiro gukomeye ubwoko bw' Imana bwahuye nakwo, igice ca 12 gisigura ibiranga ibihe vy' iherezo, ishengero ryubahiriza amabwirizwa, naho igice ca 14 cerekana ubutumwa abo bantu bazakwirakwiza - ubutumwa wew na nje dukeneye gutahura no kubwira isi. Ubutumwa bw' abamarayika batatu burakenewe cane muri iki gihe kuruta uko vyari bimeze mu 1840. Reka twige, dutahure, tubibemwo, kandi dutangaze ukuri kwaduhawe ngo kudufashe kwitegurira ukugaruka kwa Yesu agiye kuza vuba cane.

**Ivyo kwandika:**

Garuka muri ico gisomwa wandikishije amaboko hanyuma wige iyo mirongo
- [Ca umuzingi] kumajambo, imvugo, ivyiyumviro vyagiye bigarukwako
- [Ca akarongo] musi y' amajambo, imvugo ngirakamaro kandi afise ubusobanuro ku bwawe.
- [Shira akamenyetso k'umwampi] mu guhuza ijambo, imvugo ifitaniye isano n' iyindi mvugo/ijambo

Fata ku mutwe umurongo wakunezereye cane. Subiramwo uwandike ahantu incuro nyinshi kugira uwufate ku mutwe.
Ni gute Ufatiye mu Vyahishuriwe Yohana 14 ushobora kwerekana ico ubutumwa bw' abamarayika batatu bugamije?

Ni izihe nkurikizi zo kwamamaza ubutumwa bw’ igihe c’ urubanza butumbereza mu 1844?

## GUTANGA INSIGURO

### Ubutumwa butazoshira

Ubutumwa bwiza ntibuhinduka uko ibisekuruza vyagiye biha ibindi; n’ aho kubitahura kwacu bishobora kwiyongera bivanye n’ igihe, buri gisekuruza cose cahawe ubutumwa busa n’ ubw’ ikindi. Kubera ko Ivyahishuriwe Yohana 14: 6 havuga ko ubutumwa bwiza ari "butazoshira," turashobora kwemeza ko igihe cose hazobaho abantu babwakira, buzokomeza kuvugwa kandi bumeze kwakundi nyene. Ubutumwa bw’ abamarayika batatu ni ubutumwa bwiza bubwirwa abantu bari mu gihe c’ iherezo. Hifashishijwe ubutumwa bwiza butazoshira nk’ ishingiro ry’ ubutumwa bwose, umurongo wa 7 utangurana no guhamagarira "Kwubaha Imana no kuyihimbaza" Ijambo ry’ Ikigiriki ryasiguwe hano nk’ ubwoba ryashaka kwerekana icubahiro (Bibiliya y’ ikirundi irasigutse kuri ico); ntabwo bivuga gutinya. Umusiguzi 12:13 ahuza imvugo "gutinya Imana" no "kubahiriza amabwirizwa yayo", Ivyahishuriwe Yohana 14: 7 ni umuhamagaro wo kubaha no kwumvira Imana. Igice ca kabiri kivuga ngo, “muyihimbaze,” bisigura kuyubaha mu buzima bwa misi yose. 1 Ab’ i Korinto 10:31 haravyemeza, hadutegeka gukora vyose kubw’ icubahiro c Imana, tutitaye ko ari akantu gato.

Umurongo wa 7 urakomeza utangaza ko igihe co guca urubanza kigeze, iki ni ukubdi kuri kw’ intahava ishengero rya inyuma ry’ Imana ritegerezwa kubwira isi. Iki gice c’ ubutumwa catangiye kubwirizwa mbere y’ 1844 ariko nticasiguwe neza kugeza inyuma y’ igihe Yesu atari aje. Amajambo akurikira yo ku murongo w’ 7 araduhamagarira gusenga Umuremyi w’ ijuru n’ isi, kandi aya majambo yavuzwe mu buryo budaca ku ruhande yerekeza mu Kuvayo 20:11, ari mw’ ibwirizwa rya kane ryerekeye Isabato. Abamilerite bamaze kumenyesha ivy’ igihe co guca urubanza, ukuri kwakurikiye, kwabonetse mu 1846, nakwo kwabaye ukw’ Isabato. Uku kuri kwakoreshejwe nk’ umuhamagaro wo kwongera guteranya abizera kugira ngo bongere guhuriza hamwe inyuma yo y’ ivyabaye mu 1844.

Umurongo wa 8 nawo utuburira kuva muri Babuloni iriko iragwa. Iri tangazo ryari rihari muci ryo mu 1844, ariko uko ibihe vyagenda biha ibindi, ni nako idini ry’ ibinyoma ryagenda ryerekanwa kubera kwiyerekana kw’ ishusho y’ imiterere y’ Imana. Izina Babuloni hahambaye rikomoka kw’ ijambo "*babel*" kandi risigura ngo urudubi. Uyu murongo umenyesha ko amahanga yose yo kw’ isi yanyoye vino ya Babuloni. Imborerwa zaborewe cane bagira gutakaza ubwenge ku buryo badashobora kugenda canke ngo bavuge neza. Ababa kw’ isi baborewe kubera vino ya Babuloni, bivuze ko

bahindutse umuco kandi bitiranya mu mpwemu n’ inyigisho z’ ibinyoma za Babiloni. Iyo inyigisho z’ amashengero y’ abahakanyi zidahuye na Bibiliya, zitegerezwa kurekwa.

Imirongo ya 9-11 iburira umuntu ngo yirinde kwakira ikimenyetso c’ igikoko kuko ababikora bazohura n’ uburake bw’ Imana yabitse kuva icaha kigitangura, ariko si iki gihe Imana ngo ikore ivyo. Ivyahishuriwe Yohana 15: 1 herekana ko ubwo burake buzobonekera mu vyago indwi vya nyuma. Imana ntishaka ko tuba mu bazocirirwa izo manza ahubwo yaduhaye uwo muhamagaro w’ imbabazi kugira ngo iduhe amahirwe yo kutazohura n’ ivyago biri aho imbere.

Umurongo wa 12 uheraheza werekana "ukwihangana kw’ abera." N’ubwo ibitero bizoba vyatewe n’ igikoko (raba Ivyah 13: 11-18), uyu mugwi uzokomeza gushikama kandi wihanganire kurenganywa. Ubwoko bw’ Imana bufise ibintu bibiri bibaranga: bazubahiriza amabwirizwa y’ Imana (bitandukanye no ku murongo wa 9-11), kandi bazogira kwizera Yesu. Mu kwizigira Imana vy’ukuri niho ubwoko bwayo butazohura n’ ukwipfuza kw’ isi.

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Uhejeje kwihweza ca gice cawe wandika na ya mirongo washirako akatuzo, mbega ni ibihe bintu bidasanzwe wabonye vya bimenyetso vyawe bitegerezwa kwerekezako muri rusangi?<br>Mbega ni ibihe bibazo bica bivyuka uhejeje kwiga iki gisomwa? Mbega ni ibihe bice bigoye?<br>Mbega ni iyihe yindi nyifato ngenderwako n’ indunduro uca ubona?<br>Ni gute dushobora kuvuga kuvyerekereye n’ ivyigwa nka Babuloni nk’ ikimenyetso c’ igikoko tutiriwe twirukana abantu? |

## IVYO KUGENDEREZA

Mbega ni irihe sano iyi mirongo ikurikira ifitaniye na Ivyahishuriwe Yohana 14:6–12?

Matayo 24:14
Ivyahishuriwe Yohana 4:11
Kuva 20: 8-11
2 Ab’ i Korinto 6: 14-18
Ivyahishuriwe Yohana 18: 1-5
Ivyahishuriwe Yohana 13: 11-17

Ni iyihe yindi mirongo /ayandi masezerano biza mu bwenge bwawe usomye igisomwa c’ urufatiro?

**Ivyo kwandika:**

Subiramwo imirongo wafashe ku mutwe yo mu Vyahishuriwe Yohana 14:6–12.

## UBUTUMIRE

## Umuhamagaro wo gusenga Umuremyi

Hariho impari zama zagarutse mu bakristo zijanye no gushira imbere ubutumwa bwiza n’ inyigisho z’ ishengero. Bamwe bavuga ko hakenewe kwisungwa ubutumwa bwiza ntihibandwe ku nyigisho, ariko ubutumwa bwa Yesu na bwo bwarimwo kwigisha inyigisho (Yohana 7:16). Abayoboke ba Kristo ntibashobora kwigisha ibitandukanye n’ ivyo yigisha. Ukwo kudahuza Kuronkera inyishu yakwo mu Vyahishuriwe Yohana 14: 6-12, aho hatangurana Umumalayika afise ubutumwa bwiza bw’ iteka kandi hagakurikirwa n’ imirongo isigura ubutumwa bwiza biciye mu nyigisho. Wihweje neza urabona ko Ubutumwa bwiza bw’ iteka bufitaniye isano ridasanzwe n’ ukuri ku nyigisho zo muri ico gice. Iyi mirongo irimwo umuhamagaro wo gushira Imana imbere - kuyisenga nk’ Umuremyi, mu buryo bumwe niyo ngingo nyamukuru y’ ubutumwa bwiza bwose. Ijambo nyamukuru ryagarutsweko mu gice ca 13 n’ ica 14 ni ugusenga, kandi Imana yaturemye kugira ngo tuyisenge. Ubu butumwa buraduhamagarira gusenga Umuremyi umwe w’ ukuri kandi butwibutsa ko Imana ariyo yaremye vyose. Kumenya Imana nk’ Umuremyi wacu ni ryo shingiro ryo gusenga kw’ ukuri. Igihe Yohana yandika mu butunwa bwiza ko ibintu vyose vyaremwe biciye muri Yesu (Yohana 1: 1-3), yashize Yesu mu cubahiro ciwe kandi gikwiriye nk’ Umukiza akwiriye gusengwa.

Umumarayika wa kabiri araduhamagarira kwitandukanya n’ ubundi buryo bwose bwo gusenga (Ivyah 14: 8; 18: 1-4), iki kintu kibandanya kigora cane abandi bantu benshi badukikuje. Babuloni igereranywa n’ umugore maraya aboneka mu Vyahishuriwe Yohana 17: 5, bivuze ko igereranya ishengero ry’ abahakanyi canke integuro y’ ayandi mashengero. Bibiliya igihe cose ikoresha abagore b’ abahemu mu kwerekana ubwoko bw’ Imana iyo bwayihemukiye (Yer. 3:20; Hoseya 1: 2; 2 Kor. 11: 2-4). Ubutumwa bwa marayika wa kabiri bwerekana ko amashengero amwe yaguye, kandi Imana ihamagara ubwoko bwayo bukiri muri yo. Ubutumwa bwa marayika wa gatatu burimwo umuhamagaro wo kuba intahemuka ku Mana kuruta ibindi vyose. Guhitamwo ni hagati yo kwubaha Imana canke kwubaha umuntu. Iyo umumarayika wa gatatu ahejeje ubutumwa bwiwe, turonka ishusho y’ abantu bategereje bihanganye kugaruka kwa Yesu kandi bakitondera amabwirizwa no kwizera kwa Yesu. Abantu bose bumviye kandi bakemera ubutumwa bw’ abamarayika batatu bari muri uwo mugwi.

Ikintu cose c’ ubutumwa kirahujwe n’ ikindi; ubutumwa ubwaribwo bwose ni nkenerwa ko buhuzwa n’ ubundi kugira butahurike. Ntidushobora guhitamwo ibice vyo kwiga no kwigisha n’ ibindi bisigara. Yesu ni igice kimwe mu kuburira Babuloni mu butumwa bwa marayika wa kabiri nk’uko ari mu muhamagaro wo gusenga Umuremyi wacu mu butumwa bwa marayika wa mbere. Uku guhuza iyo mico vyerekana neza uburinganire bw’ Imana - ko uguca imanza n’ ukugira imbabazi vyose biboneka mu

Mana yacu. Iyo dutandukanije ubutumwa bwiza n' inyigisho zishirwaho n' abantu kugira babane neza canke na leta, twoba twambuye Kristo igice c' uko ari umuntu. Twahamagariwe kubwira isi Yesu uwo ari we, kandi igice co kugira ivyo gica mu nyigisho zo muri Bibiliya, kimwekimwe cose cerekana bimwe kubijanye na kamere yiwe. Kugira ngo twerekane mu buryo bukwiriye uwo ari we, ntidutegerezwa kwirengagiza ibintu bisa n' ibigoye kuri twebwe. Isi ikeneye ubutumwa bwiza bw' iteka budahumanye kandi budatandukanye.

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Iyumvire ku gisomwa c' urufatiro hanyuma urabe aho Yesu ari.<br>Ni ubuhe buryo bumwe bwiza bwo kubaho buri munsi dushingiye ku rukundo rw' Imana Atari ku guhangayikishwa n' urubanza rwayo?<br>Mbega hoba hariho ibintu bimwe na bimwe mu butumwa bw" abamarayika batatu wumva bitumvikana canke tbitigishwa mu buryo bukwiye? Nimba bihari, ni utuhe turorero tw' ibitumvikana neza?<br>Ni gute ubona Yesu ukundi canke ukongera kumubona bundi bushasha? |
| **Inyishu kw' isengesho:** |

## IVYO KWIHWEZA

### Ata gutinya ingaruka

Mu runganwe rwose, Imana yamye irungika abasuku bayo kurwanya icaha, haba mw' isi canke mw' ishengero. Ariko abantu bipfuza ko bababwira amajambo atabahambarira, kandi ntibemera ukuri kurongoroye, kutagira akarohe. Abagorozi benshi aho batangura igikorwa cabo, bigiriye inama yo kugaba bihagije mu gihe bariko baratunga urutoke ivyaha vy' ishengero hamwe n' ivy' igihugu. Bari bafise ivyizigiro vy' uko bakoresheje akarorero k' ubuzima rukristo buringaniye, bazoshobora kugira ubwaku ku bantu bagasubira ku nyigisho za Bibiliya. Ariko Mpwemu w' Imana yarabagendeye nk' uko yaje kuri Eliya akamushoboza gutunga urutoke ivyaha vy' umwami mubi hamwe n' abantu bavuye ku Mana; ntivyari kubashobokera kureka gushikiriza amajambo anengesereye yo muri Bibiliya - inyigisho bari babanje kugonanwa kuba boshikiriza. Bumva bagobererwa kuvugana ishaka ukuri no kumenyesha ingorane zigeramiye abantu. Bashikirije amajambo umwami yabahaye kuvuga badatinya ingaruka bishobora kugira, kandi abantu bagobererwa kwumviriza izo mburi.

Uko ni ko ubutumwa bw' umumarayika wa gatatu buzovugwa. Igihe kimaze gushika aho buzovugwa hakoreshejwe ubushobozi bwinshi, Umwami azokoresha abantu basanzwe, arongore ivyiyumviro vy' abo bitangura igikorwa ciwe. Ugusukwa

kwa Mpwemu Yera ku bakozi ni vyo bizobahingura babe abakozi babushitse, ntibazohingurwa n' inyigisho z' ubumenyi baronkeye mu bigo vyo kwigisha.

Abantu bafise ukwizera kandi basenga bazokwumva bagoberewe gusohoka bafise ishaka ryeranda bashikirize amajambo Imana yabahaye. Ivyaha vya Babuloni bizoshirwa ahagaragara – ingaruka ziteye ubwoba zivuye ku gukoresha igikenye kw' ubutware bw' igihugu mu gusaba yuko ivyo ishengero rikurikije vyubahirizwa, amarorerwa yo kwemera ivyo kuvugana n' abapfuye, iterambere mu buryo budatomoye ariko rinyarutse ry' ubutegtsi bwa Papa – ivyo vyose bizoshirwa ahagaragara. Kubera ko izo mburi zizoshikirizwa icese, abantu benshi bazomera nk' abakanguwe mw' itiro. Abantu ibihumbi n' ibihumbi batarigera bumva amajambo nk'ayo bazotega amatwi, hanyuma batangazwe no kwumva igishingantahe c' uko Babuloni ari ishengero ryaguye kubera amakosa yaryo n' ivyaha, kubera ko ryanse kwakira ukuri ryarungikiwe kuvuye mw' ijuru. (*Uwipfuzwa ibihe vyose* pge 413-414)

"Ikanguka rikomeye ry' amadini mu gihe co kumenyesha ko Kristo azoza vuba ryari ryarahanuwe mu buhanuzi bw' ubutumwa bwa marayika wa mbere wo mu Vyahishuriwe Yohana 14. Ubwo butumwa ubwabwo buratanga umuco ku gihe ico gikorwa kizoshiririrwa mu ngiro. Ni ikintu camenyeshejwe ko "bugize ubutumwa bwiza butazoshira" kandi butangaza intango y' urubanza. Ubutumwa bw' agakiza bwaramamajwe mu runganwe rwose; ariko ubu butumwa ni igice c' ubutumwa bwiza bwategerezwa kwamamazwa mu misi ya nyuma honyene, kandi aho ni ho honyene igihe c' amateka cari gishitse vy' ukuri. Ubuhanuzi bwerekanye urukurikirane rw' ibiringo bishikana ku gihe c' intango y' urubanza." (Ibid., p. 248).

Mu buryo budasanzwe Abadventiste b' Umusi w' Indwi bashizweho kw' isi nk' abashinzwe kurinda no gutwara umuco. Kuri bo hashinzwe imburi yanyuma y' isi igiye kurimbuka. Kuri bo hava umuco utangaje uva mw' ijambo ry' Imana. Bahawe igikorwa co kumurika mu mahanga arico co kuvuga ubutumwa bw' umumarayika wa mbere, uwa kabiri, n' uwa gatatu. Nta kindi gikorwa gifise akamaro kanini gusumba iki. Ntibategerezwa kwemerera ikintu na kimwe kibakura ku kuri kwabo. Ukuri gukomeye cane twaraguhawe twebwe abantu buntu kugira ngo tugutangarize isi (Ellen White, *Testimonies for the Church*, vol. 9 [1909], 19).

**Ivyo kwandika:**

Inyuma yo kwiga iki gice co muri rino yinga, mbega ni ibihe bintu ubona ushobora gukurikiza ubwawe mu buzima bwawe?
Mbega ni hehe ivyo wize uzobikoresha? Mw' ishure, mu muryango, ku kazi hamwe no ku rusengero mu buzima bwawe rusangi?
Subira urabe kirya gice c' urufatiro. Mbega ni gute kijaniranye n' ivy' ubuzima bwawe mur' iri yinga?

## GUSUZUMA UBUMENYI

Sabikanya ivyo wabonye mu murongo wo gufata ku mutwe wa rino yinga kandi ubandanye n' ubumenyi bwose wungutse, ivyo wabonye, ibibazo wagize (canke vyo mu mugwi wawe). Fata ibibazo vyo guhanahanirako ivyiyumviro n' abo musangiye umugwi.

Ni gute dushobora gukomeza kwumva ko vyihutirwa kuvuga ubu butumwa tudahagaze kw' itariki ntarengwa yo gukora nk' uko abamilerite babigenjeje muri 1844?

Ni ubuhe butumwa umarayika avuga n' ijwi rirenga? Ni kuki ubu butumwa bukeneye kwigwa cane?

Ni gute ubutumwa bw' abamarayika batatu buzovugwa kw' isi yose mu gihe abantu imiliyaridi zitatu batarumva izina rya Kristo?

Ni gute Isabato yashizwe mu butumwa bw' abamarayika batatu?

Ni izihe mpinduka twogira mubuzima bwacu bwa buri munsi turamutse dushize mu ngiro Ubutumwa bw' abamarayika batatu nk' abantu bavuzwe mu Vyah 14:12?

Ni gute ubutumwa bw' abamarayika batatu bududegurira ukuza kwa kabiri kwa Yesu?

Mbega ubutumwa bw' abamarayika batatu bwarashaje, burarenza urugero, canke ntibugikenewe? Kubera iki uvyemera canke ubihakana?

Ni ubuhe buryo bundi ubutumwa bwiza n' ukuri kw' inyigisho bifitaniye isano? Ni izihe ngaruka zo gutandukanya ibi bibiri?

Ni gute dushobora kugira ijwi ryiza mu kuvuga bimwe mu bice bibabaza uwuvyumva biboneka mu butumwa bwacu nko kuva muri Babuloni?

Ni ayahe masezerano yo muri Bibiliya ushobora gusaba mu gihe urindiriye wihanganye?

## IYINGA RY' 13: GENDA MUBWIRE ISI

Matayo 28:19, 20

## INTANGAMARARA

### Ico Abadventiste batumwe

Kwiga Bibiliya neza no kugera ku ngingo nziza yumvikana ni nkenerwa kuruta kwiha inyishu nyayo. Mu vyigwa vy' ibiharuro, abanyeshuri ntibahabwa amanota ku nyishu nziza batanze gusa ahubwo baronka amanota kubw' inzira baba baciyemwo ngo bagere kuri iyo nyishu. Iyi niyo mvo vyatwaye imyaka mirongo kugira ngo Ishengero ryacu ryemeze ibintu bimwebimwe vy' imyizere canke ingingo ngenderwako - kuko Imana yashaka ko inyuma ya vyose tugera ku nyishu nziza.

Inshingano y' Abadventiste yashizwemwo no gutahura neza Inshingano Nkuru iboneka muri Matayo 28. Iyi mirongo yerekana neza inshingano z'umukristo wese zo kuvuga ubutumwa bwiza. Inyuma y' imyaka irenga icumi ishengero ryacu rimaze gushingwa niho umumisiyoneri wa mbere yemewe, J.N. Andrew, yarungikwa mu Busuwisi, aho Michael Chehowski yari yarakoreye igikorwa c' ubumisiyoneri budashitse. Chehowski yari yarakoze akazi keza ariko ntiyigeze abwira n' umwe mu bizera basha ko yari Umudiventiste w' Umusi w' Indwi canke ko iryo shengero ribaho. Igihe bamwe muri abo bizera bari bamenye ukuri, barungitse ijambo kuri Battle Creek, mu kwishura, J.N. Andrew yararungitswe banamushima ngo "twarungitse umuntu ashoboye mu nzego zacu zose" (Ellen White, *Manuscript Releases, vol. 5* [1990], 436). Andrew yari yarabuze umugore wiwe Angeline mu myaka ibiri yari iheze. Mu 1874, Andrew yafashe ubwato yerekeza i Buraya ari kumwe n' umuhungu wiwe Charles w' imyaka cumi n' ibiri n' umukobwa wiwe Mariya w' imyaka cumi n' itandatu. Aba bana bose bafashije se gutanguza inzu yo gusohoreramwo ibitabu mu Busuwisi hamwe n' ikinyamakuru c' Abadventiste mu Gifaransa, "*Les Signes des Temps*".

Mu mpera z' ico kinjana, abamisiyoneri bagiye muri Pasifike y' epfo, Afrika, Aziya, na Amerika y' epfo, bakorera kuri uwo mugabane. Iki gikorwa nticari coroshe kuko abamisiyoneri bakoresha amato mu kugenda kure, itumatumanako n' ishengero muri Amerika ryarateba, kandi akenshi bategerezwa kuva iyo bagiye bakomeje abizera baho kandi banubakishije amasengero. Aba bakoranabushake bari abagabo n'abagore b' intwari, kandi inkuru zabo ziraturemesha cane zikanadutera umwete. N' ubu haracakenewe abamisiyoneri bo kugenda mu mpande zose z' isi zitaragerwako n' ubutumwa bwiza. Imana irashobora kuba iriko iraguhamagara?

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Koporora Matayo 28:19, 20. Ushobora no kwongera kwandika igisomwa mu majambo yawe bwite, canke ukoresheje incamake y' ico gice. |

## KWINJIRA MW' IDO N' IDO

### Ihamagarwa mu turere tutabigenewe

Abizera b' Abadventiste ba mbere mu vyo bakora vyose bahora bipfuza kuba abagororoka vy' ukuri bifatiye kuri Bibiliya, kandi ubwo bwitange bwateje imbere ubutumwa bw' ishengero ryambere. Bivanye n' uko James White yashaka kubona iryo shengero rikura, yaratanze ubutumwa abicishije mu kimenyeshamakuru "The Review and Herald" mu 1852 avuga ko bamwe mu bavukanyi bategerezwa kwimukira mu burengero i Iowa. Imiryango myinshi yaritavye umuhamagaro wo kwimuka iva muri New England n' i New York, ahari hari igitigiri kinini c' abizera. Ishengero ryabandanije kwaguka muri Amerika mu myaka yakurikiyeho, kandi mu 1874 umuvugabutumwa wa mbere yarashoboye kujabuka agiye mu yindi migabane.

Ishengero ryabanje kwanka kuja mu mahanga, ariko bamaze kuvyiyemeza, umugwi muto w' abantu 3500 gusa warerekanye ubwitange budasanzwe bwo kugera kw' isi yose. Abamisiyoneri bagiye muri Amerika y' Epfo, Afrika, Aziya, na Pasifike y' epfo mu myaka yo mu 1880 na 90, bashinga amashengero, amashuri, aho bigishiriza ivy'isuku, ihinguriro ry' ibifungurwa vy' ubuzima, kandi n' imashini zo gusohora impapuro hafi aho bagiye hose. Uku kuntu ubutumwa bwaguwe mu buryo bwo kugezwa aho bishoboka hose ni ikintu kikigirira akamaro ishengero no muri kino gihe cacu, kandi igitangaje, ishengero riracafise imitungo myinshi ryaguze ico gihe. N'ubwo vyari ibikorwa biteranye ubwoba gukora ico gihe kandi benshi mu bagiye batagarutse kubera uburwayi nka malariya canke igituntu, inkuru z' ukuntu ibikorwa vyatangiye muri buri mugabane no mu bihugu vyari bishimishije kandi bitera umunezero kw' ishengero.

Icateye iryo shengero rito gukora ivyo kwari ukwumva ko ubutumwa bwiza bukeneye kuja mu mahanga yose. Babanje kwizera ko bukwiriye kugera gusa ku nyambukira zo muri Amerika kandi bikaba bikwiye, ariko mu nyuma bamenye ko bategerezwa kuja kubwira ubwo butumwa abantu bose kw'isi. Kuva mu kibanza kimeze neza ntabwo biba vyoroshe, nta n'ubwo vyoroshe kwitaba umuhamagaro w' Imana uguhamagarira kuja mu bice utarigera ugeramwo, ariko ibwirizwa ryo muri Matayo riravuga ngo: *Genda!*

Igitabu ca Matayo kirimwo ibintu vyinshi vyari kuba bigoye canecane ku bayuda babibwirwa mu kinjana ca mbere. Akarorero, Matayo niwe mwanditsi wenyene w' ubutumwa bwiza yavuze abanyabwenge bavuye mu buseruko (Mat. 2: 1), kandi yerekana abandi bizera b' abanyamahanga, nk' umugore w' umunyakananikazi n'

umutware w’ abasoda b’ Abaroma abo Yesu yavuze ko bafise ukwizera gukomeye kuruta abandi bose bo muri Isirayeli (Mat. 8: 5–13; 15: 21-28). Ubutumwa bwanditswe na Matayo, butangurana n’ ibisekuruza vyerekanywe mu buryo butwara ubwenge bukurikirana umwe ku wundi kugeza kuri Aburahamu. Ibisekuruza birimwo amazina y’ abagore bane bafise amazina yabaye mabi: Tamari, Rahabu, Rusi, na Batisheba. Ababeshi, indaya, Abanyamahanga, n’ abasambanyi bose bari mu gisekuruza ca Yesu kiboneka mw’ itanguriro ry’ iki gitabo, kandi bose bari baranswe n’ umuryango w’ abayuda. Icemezo co gushiramwo amazina yabo gitegerezwa kuba cari carateguwe - kwiyamiriza ivangura ry’ Abayuda no kugerageza kwereka abasomyi b’ Abayuda ko Yesu afise ikibanza kuri bose.

**Ivyo kwandika:**

Garuka mur’ ico gisomwa wandikishije amaboko maze wige iyo mirongo.
- [Ca umuzingi] ku majambo, imvugo, ivyiyumviro vyagiye bigarukwako
- [Ca akarongo] ku majambo/amungane ahambaye kandi afise ico asigura ku bwawe.
- [Shira akamenyetso k’umwampi] mu guhuza ijambo, imvugo ifitaniye isano n’iyindi mvugo/ijambo

Fata ku mutwe umurongo wakunezereye cane. Subiramwo uwandike ahantu incuro nyinshi kugira uwufate ku mutwe.

Ni ubuhe buryo bwa hafi twogerageza gukoresha kugira ngo igikorwa Yesu yaduhaye co kugeza ubutumwa bwiza mw’isi yose gikoreke?

Ni ubuhe buryo dushobora kuvuga ubutumwa twibereye mu ngo zacu?

## GUTANGA INSIGURO
### Gukuraho imbibe z' ibihugu

Birashimishije kumenya ko inyuma yo kuzuka kwiwe, Yesu atigeze akiza uwundi muntu canke ngo abwire ubutumwa abandi bantu benshi. Igikorwa ciwe bwite caheze apfuye, kandi yafashe umwanya wo guhumuriza no gutanga ayandi mabwirizwa make yanyuma ku ntumwa ziwe za hafi imbere yo kuduga mw' ijuru.

Muri Matayo 28:18, Yesu yatangaje ko yahawe "ubutware bwose… mw' ijuru no mwisi." Bisigura ko ubutware butahawe abigishwa mu buryo budaca kuruhande. Ububasha bwahawe Yesu kubwo kunesha kwiwe. Yesu yasezeraniye abigishwa biwe ko batazosigara bonyene; Kubaho kwiwe kwaba hafi yabo aho bagiye hose (umurongo wa 20), kandi mu kuguma hagufi kwiwe, yabahaye inkomezi n' ububasha. Iyo abigishwa bagenda," ntibategerezwa gutinya. Kandi n' iyo bagenda ahantu bankwa cane, bagenda bashigikiwe n' ubuyobozi bukuru n' inkomezi zikomeye kuruta izindi.

Matayo aheraheza igitabu ciwe atubwira ko inkuru nziza ya Yesu itegerezwa kuvugwa na buri muntu wese hatitaweho ubwenegihugu canke inkomoko y' abantu, ibi vyababaje Abayuda bo mu kinjana ca mbere bari bafise ivyiyumviro vy' uko bo aribo batoranijwe. Inshingano ni iyo kuja mu "mahanga yose" (28:19), uyu muhamagaro ugaruka muri Matayo 24:14. Ni ivy' igiciro kugera mu bihugu vyose kubw' ubutumwa bwiza bwa Yesu, ibi vyakomeje abakristo ba mbere nk' umuryango wambere w' ishengero mpuzamakungu.

Kuja mu gikorwa c' ubutumwa bwiza bivanaho imbibe z' igihugu kandi bisigura kuja mu moko menshi, no mu ndimi nyinshi. Tutitaye ku bwenegihugu canke ubwoko abakristo bagize umuryango umwe kandi basangiye icerekezo kimwe (Gal. 3:28). Iyo duhindutse mu vy'ukuri, icifuzo co kuvuga ubutumwa bwiza gicika umuhamagaro udashobora kwirengagizwa kandi ntidushobora kubuzwa n' ibidutandukanya ku mibereho. Ellen White yagarutse ku vyo abakristo bibandako mu gitabu *Uwipfuzwa Ibihe Vyose*: "Umwigishwa wese w' ukuri yavukiye mu bwami bw' Imana ameze nk' umuvugabutumwa" ([Mountain View, CA: Pacific Press Publishing Association, 1898], 195) Ubukristo bwa Bibiliya bukuraho inzitizi z' amoko, ubwenegihugu n' imico. Nk'abakristo twahamagariwe kuvuga kubutumwa bumwe; kumenyesha isi ivya Yesu. Kugira ngo tubigereko dutegerezwa gutsinda kwikeka ibihugu n' uturere hanyuma tukerekana urukundo rusa n' urwa Kristo. Dutegerezwa kugera kw' isi yose.

Matayo 28:20 herekana ikintu c' ingirakamaro ku gikorwa twahawe: kwigisha. Imana ishaka ko tuyikunda n' imitima yacu n' ubwenge bwacu (Mariko 12:30). Irashaka ko dukurikirana ukwizera kw' ubwenge. Iyo nzira itangurana no guhindura abantu abigishwa, ikabandaniriza mu kubabatiza, kandi ikabandaniriza mu kubandanya kwigisha cane. Guhindura abantu abigishwa bisigura kwigisha binyuze mu gukarisha

ubwenge no gutoza. Menya neza ko umwizera mushasha yiga imbere y’ uko abatizwa kandi akabandanya yiga inyuma yo kubatizwa. Ntihobaho ishengero ry’ ukuri hatabayeho inyigisho mu kuri gukomeye kwa Bibiliya.

**Ivyo kwandika:**

Uhejeje kwihweza ca gice cawe wandika na ya mirongo washirako akatuzo, mbega ni ibihe bintu bidasanzwe wabonye vya bimenyetso vyawe bitegerezwa kwerekezako muri rusangi?

Mbega ni ibihe bibazo bica bivyuka uhejeje kwiga iki gisomwa? Mbega ni ibihe bice bigoye?

Mbega ni iyihe yindi nyifato ngenderwako n’ indunduro uca ubona?

Kuki wiyumvira ko Yesu atigeze yiyerekana ku mugaragaro inyuma yo kuzuka kwiwe?

## IVYO KUGENDEREZA

Mbega ni irihe sano iyi mirongo ikurikira ifitaniye na Matayo 28:19, 20?

Luka 10: 2
Luka 19:10
Matayo 24:14
2 Ab’ i Korinto 5: 17-20
Zaburi 67
Abaroma 10: 13-15
Ivyahishuriwe Yohana 14: 6
Ivyakozwe 10:34, 35
Ivyakozwe 1: 8

Ni iyihe yindi mirongo /ayandi masezerano biza mu bwenge bwawe usomye igisomwa c’ urufatiro?

**Ivyo kwandika:**

Subiramwo imirongo wafashe ku mutwe yo muri Matayo 28:19, 20.

## UBUTUMIRE

## Kuja mu bibanza bidahumuriza

Amajambo ya nyuma ya Yesu ahereza yo muri Matayo yagiye agaruka mu binjana vyinshi, yashishikarije ibisokuruza vyinshi vy' abakristo kubaho ubuzima bwo mu kaga, no kwemera kuja mu vyago mu kugeza ubutumwa bwiza ku mpande zindi. Mu rugendo rwa Yesu yakoresheje agace gato cane k' uturere duhana imbibe aho uyu musi vyotwara amasaha atarenze abiri kuba uhazungurutse n' imodoka, ariko yategetse abigishwa biwe kuja mu mahanga yose yo kw' isi. Iri bwirizwa ritwereka ko yari yiteze ko abigishwa biwe bazokwagura igikorwa cane gusumba uko yabigenza mu buzima bwiwe bwo kw' isi (raba na Yohana 14:12).

Igikorwa ishengero ryagezeho kuva Yesu yavuye kw' isi cerekana ingaruka ziramba bakomeje kugira kugeza muri iki gihe cacu. Kuba igikorwa co kuvuga ubutumwa cabayeho mu binjana vyinshi ni kimwe mu bimenyetso vyerekana inkomezi z' ubutumwa. Ubwitange bwinshi bwaratanzwe, benshi batanga ubuzima bwabo, kugirango ubutumwa bwiza bugere mu turere dushasha butarageramwo.

Yesu yamaze igihe kinini avuga ubutumwa mu bantu, ariko yamaranye igihe kindi kinini ari kumwe n' intumwa ziwe gusa, abigisha, abategurira kujana ubu butumwa kw' isi yose. Biciye mu gikorwa co guhindura abantu abigishwa Yesu yerekanye akamaro k' uwo mugambi. Ni nkenerwa cane gutoza no kureka abandi bagakora, bashobora kuba bafise uburambe buke canke badafise impano yo gukora ivyo bintu, ariko urabareka kugira ngo bakore nk' abayobozi bo muri kazoza. Mu buryo busa n' ubwo, ishengero riri mu mahiganwa aho uwusiganwa wese ategerezwa kwitegura guha inkoni y' inshingano abandi birutsi. Ikintu c' ingirakamaro ku bubaka amashengero, abamisiyoneri, abavugabutumwa, abakuru b' amashengero, n' abayobozi bandi bo mu bindi bisata ni ugusangira inshingano n' abazobakurikira kandi bakabagira inama z' ukuntu bokora.

Ntidutegerezwa kwibagira na gato ko igikorwa twahawe utaraba ivyo abantu bagezeko. Inshingano zacu ni igikorwa kiva ku mutima. Yesu yaravuze muri Matayo 22:37 ko ibwirizwa risumba ayandi ari " Mukundishe Uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose n' ubugingo bganyu bgose n' ubgenge bganyu bgose." Dutegerezwa gukundisha Imana ivyacu vyose, ibi bishatse kutwibutsa ko kuyimenya vyonyene bidahagije; dukeneye kuvugurura imitima yacu buri musi kugira ngo dushobore kuvuga Ijambo ry' Imana tugororoka. Umubatizo wa buri musi wa Mpwemu Yera utuviramwo umubano wo hagufi n' Imana - umubano wo hagufi ushingiye ku kwizerana no kubana neza. Mu gihe ivyizigiro vyacu mu Mana bigenda vyiyongera, tuzoshaka kumera nkayo. Intumwa zagize ubutwari igihe zagenda ku mbibe nshasha z' i Burayi, Afrika, na Aziya. Aho abatari bake baranapfirayo.

Ni ibihe bintu Imana iguhamagarira gukora kubw' igikorwa cayo? Ni gute Imana iguhamagarira kwiyemeza mu bikorwa vyayo, haba mu kibano canke ahantu kure? Ndagusaba ngo ntutebe, n'ubwo umuhamagaro wayo wogukura mu karere ubamwo keza ikakujana mu karere kandi katoroshe kubamwo. Izogutunga. Ishengero ryacu ryashinzwe mu kwiyemeza gukorera Yesu, igikorwa ciwe, n' ubutumwa bwiwe, kandi igikorwa ciwe kizohera n' ubwo twokwanka kumukorera. Ariko Imana irashaka abantu bayiyeguriye batiziganije. Mbega wewe ntushaka kwitabira uwo muhamagaro wayo?

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Iyumvire ku gisomwa gitangura hanyuma urabe aho Yesu ari.<br>Ni ubuhe buryo bworoshe dushobora gutangurana mu gihe twiyemeje kuvuga ubutumwa bwiza?<br>Ni izihe mvo dukunda gutanga iyo dusomye Inshingano Yesu yaduhaye? Ni uruhe rwitwazo ukunda gutanga?<br>Ni ubuhe buryo bumwe bwo kuba nk' umwe mu bamisiyoneri, haba mu karere ubamwo canke mu mahanga?<br>Ni gute ubona Yesu ukundi canke ukongera kumubona bundi bushasha? |
| **Inyishu kw' isengesho:** |

## IVYO KWIHWEZA

### Umw' umwe wese ku gikorwa

Ibwirizwa Yesu yatanze riraba abizera bose kugera kw' iherezo ry' ibihe. Ryari kuba ari ikosa rikomeye kwiyumvira ko ari ivy' abasiguzi gusa basukiweko amavuta, gukorera gukiza imitima. Abantu bose bahumekewe n' ijuru bafataniriza hamwe mu gikorwa c' Ubutumwa bwiza. Abantu bafise ubugingo bwa Kristo batoranirizwa gukora igikorwa co gukiza bagenzi babo. Ni kubw' ico gikorwa, ishengero ryashizweho, kandi abaryinjiramwo bose biyemeza kuba abakorana na Kristo."Kandi Mpwemu bo na wa mugeni barahamagara, bati Ngwino. Kand' uwumva nahamagare, ati Ngwino" Ivyahishuriwe Yohana 22:17.

Uwumva wese uwo muhamagaro na we akwiye kubisubiramwo. Umuntu wese ari kw' isi, mu bikorwa vyose yoba afise amenye ko inshingano yiwe ya mbere ari iyo gukiriza imitima Kristo. N' ubwo atashobora kuvugira mu bantu benshi, arashobora kubwira umwumwe, akabagezaho inyigisho z' Umukiza. Igikorwa si ugusigura gusa. Burya n' abaremesha abarwayi baba bariko bakora ico gikorwa, bafasha bagahumuriza abihebuye kandi bagakomeza abakekeranya mu vyo kwizera. Aha hafi kandi na kure, hari imitima inanijwe n' ivyaha. Burya imibabaro n' akaga canke ubukene sivyo vyonona umuntu ahubwo yononwa n' icaha na Satani. Ng'ivyo ibintu bitera kugubwa nabi n' umubabaro. Kristo arashaka ko abakozi biwe batabara imitima irembejwe n' indwara y' icaha.

Abigishwa bategerezwa gutangurira igikorwa cabo aho baba bari. Umurima wa Yesu warushijeho gukomera gusa umeze nk' aho udafise umwimbu ariko ntiwategerezwa kurekeranwa. Uko niko bikwiriye kugenda no ku mukozi uwo ariwe wese wa Kristo, akwiriye gutangurira aho ari. Mu miryango yacu hashobora kubonekamwo abantu bakwiriye kugirirwa impuhwe kandi bipfuza umutsima w' ubugingo, abo ni abana bakwiriye kurererwa Kristo. Mu mihana y' iwacu hari abapagani. Dukwiriye kurangiza neza inshingano yacu y' abaturi hagufi. Hanyuma tubone kugeza inkomezi zacu aho ukuboko kw' Imana kuzatuyobora hose. Bishoboka ko ivyo bishobora kugira ikibikoma mu nkokora; ariko nitwakorana kwizera kandi neza, aho bari hose igikorwa cacu kizokwumvikana, no mu bindi bihande vy' isi. Igihe Kristo yari hano kw' isi, igikorwa ciwe casa nk' aho kititwararitswe nk'umurima mutoya; ariko Yesu ibihugu vyose vyarumvise ubutumwa bwiwe. Kenshi cane Imana ikoresha uburyo bwiyoroheje, kugira ngo haboneke akamaro kanini. Biraboneka ko mu migambi yayo buri gice c' igikorwa cayo cuzuzanya n' ibindi bice vyaco, ni nk' umuzingi mu wundi muzingi, igikorwa cose kigakorwa mu buryo butangaje. Umukozi aciye bugufi w' inyuma y' abandi, ayobowe na Mpwemu Yera azokora ku migozi itabonekera amaso ariko ubushobozi bwayo ugera ku mpera z' isi ibihe vyose.

Iri bwirizwa ntirikwiye kwirengagizwa: «Nuko ni mugende mu mahanga yose.» Turararikirwa gutereza amaso yacu tukayerekeza mu bihugu vya kure. Kristo asenyura impome zitandukanya abantu, n' ukugira amakenga yo kuja mu mahanga, hanyuma akatwigisha gukunda umuryango wa benemuntu bose. Aduza abantu ngo barenge urwego rw' inarije no kwikunda; akuraho imbibe n' urwanko rutuma hatabaho imishikirano. Nta tandukaniro rikwiriye kuba hagati y' abo mu nzu n' abanyamahanga nta n' itandukaniro riri hagati y' incuti n' abansi. Atwumvisha ko umugenzi wacu ari umuntu adukeneyeko ubufasha uwo ariwe wese kandi no kumenya ko isi yose ari umurima dutegerezwa gukoreramwo igikorwa.." (Ellen G. White, *The Desire of Ages* [1898], 822, 823.)

**Ivyo kwandika:**

| |
|---|
| Inyuma yo kwiga iki Bice mur' iriyinga, mbega ni ibihe bintu ubona ushobora gukurikiza ubwawe mu buzima bwawe?<br>Mbega ni hehe ivyo wize uzobikoresha? Mw' ishure, mu muryango, ku kazi hamwe no ku rusengero mu buzima bwawe rusangi?<br>Subira urabe kirya gice c' urufatiro. Mbega ni gute kijaniranye n' ivy' ubuzima bwawe mur' iri yinga? |

## GUSUZUMA UBUMENYI

Sabikanya ivyo wabonye mu murongo wo gufata ku mutwe wa rino yinga kandi ubandanye n' ubumenyi bwose wungutse, ivyo wabonye, ibibazo wagize (canke vyo mu mugwi wawe). Fata ibibazo vyo guhanahanirako ivyiyumviro n' abo musangiye umugwi.

Abamisiyoneri bacu ba mbere bagiye mu bihugu batari bwageremwo kandi bafise ubutumwa butazwi. Ni gute ivyo bigereranywa n' intumbero yacu yo gukora igikorwa c' ivugabutumwa muri iki gihe cacu?

Ni gute twohuza inkomezi z' Imana n' igikorwa co kuvuga ubutumwa hose?

Woba wiyumvira ko abigishwa bose batahuye inshingano yo kuvuga Ubutumwa hose igihe yatangwa? Kuki uvyemera canke ubihakana?

Ni ubuhe bwoko bw' abantu bashizwe mu gisekuruza ca Yesu muri Matayo bwerekana abantu Imana ikoresha mu gikorwa cayo? Ni gute ibi bikwiye kudutera ivyizigiro?

Ni izihe nkuru z' abatari Abayahudi ziboneka mu gitabu ca Matayo? Ibi vyerekana iki kubijanye n' imbibe z' ubutumwa bwa Yesu?

Kuki wiyumvira ko hari abamisiyoneri bake mw' ishengero ryacu uyu musi?

Wiyumvira ko ishengero ryakoze akazi keza ko gusohoza igice cigisha c'Inshingano Ihambaye haba mbere n'inyuma yo kubatizwa? Gute canke kuki? Ni ubuhe buryo bumwe dushobora kunonosora?

Ni uruhe ruhara ishengero ryawe rifise mu kubwira ubutumwa isi yose?

Mbega kuvuga ubutumwa ni inshingano y' abakuru b' amashengero n' abavugabutumwa gusa? Ni gute biraba abakristo bose muri rusangi?

**Kugira ngo urabe amasanamu ajanye n' iki cigwa, koresha iyi miyoboro (link) iri aha hepfo:**

https://lineagejourney.com/video_episodes/27-jn-andrews-the-ablest-man-in-our-ranks
https://lineagejourney.com/video_episodes/36-the-birth-of-adventism-in-new-zealand
https://lineagejourney.com/video_episodes/37-the-birth-of-adventism-in-australia-and-sanitarium
https://lineagejourney.com/video_episodes/45-anna-knight-pioneer-missionary